# IBINTU ABANA B'ABISLAMU BADAKWIYE KUYOBERWA

شركاء التنفيذ:

دار الإسلام جمعية الربوة رواد الترجمة المحتوى الإسلامي

يتاح طباعة هذا الإصدار ونشره بأي وسيلة مع
الالتزام بالإشارة إلى المصدر وعدم التغيير في النص.

Telephone: +966114454900
ceo@rabwah.sa
P.O.BOX: 29465
RIYADH: 11557
www.islamhouse.com

Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa,
Nyenimbabazi ku batoni bayo

## Intangamarara

w'izina ry'Imana Allah, n'ishimagizwa ni iry'Imana Allah

Ibi ni bimwe mu bibazo vyerekeye inyigisho z'idini, abana b'abislamu badakwiye kuyoberwa.Ni ku bavyeyi babo rero gutegerezwa kuvyigisha abana babo kuva bakiri bato.

Ni integuro y'ivyigwa yoroshe, yikwije mu nyigisho zerekeye ukwemera, inyigisho zerekeye umubano mwiza n'itunganywa ry'amasengesho ,inyigisho zerekeye kahise k'Intumwa (Muhammad), urupfasoni, insiguro ya Qor'ani, inyigisho z'intumwa , imico n'imigenzo myiza, hamwe rero n'itazira n'ininahazamana. Iyi nteguro y'ivyigwa ,irashobora kwigishwa abana hamwe n'abandi bantu ku rugero urwo ari rwo rwose rw'imyaka bafise, hamwe n'abislamu bashasha, irashobora no gukoreshwa mu gutanga inyigisho zitangwa mu miryango, mu mashure y'imicuko no mu mashure yigisha abakuze, vyongeye Kandi iranoroshe gufata ku mutwe no gusigura. Nkaba rero natondetse ivyigwa birimwo nisunze umugwi bihurikiyemwo, mu buryo bw'ikibazo n'inyishu yaco. Ivyo vyose vyagizwe ukwo kugira vyorohe gutahurika hamwe no gufatwa ku mutwe, no kugira rero umwigisha ashobore guhitamwo ibibereye aravye imyaka y'abo yigisha.

Ndasavye Imana Allah ko, iyi nteguro yogira ico imariye abantu, iyakire yongere kandi inayimpembere.

Ico nashimikiyeko rero mu gutegura iyi ndinganizo, nisunze Aayah, aho Imana Allah Ivuga Iti:

﴿يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ قُوٓاْ أَنفُسَكُمۡ وَأَهۡلِيكُمۡ نَارٗا وَقُودُهَا ٱلنَّاسُ وَٱلۡحِجَارَةُ عَلَيۡهَا مَلَٰٓئِكَةٌ غِلَاظٞ شِدَادٞ لَّا يَعۡصُونَ ٱللَّهَ مَآ أَمَرَهُمۡ وَيَفۡعَلُونَ مَا يُؤۡمَرُونَ ٦﴾ [التحريم: 6]

"Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwikingire, mwebwe n'imiryango yanyu umuriro udahera; ivyegenyezo vyawo ni abantu n'amabuye. Uwo muriro ucungerewe n'abamalayika b'ibihangange badahesha, ntibigera baca kubiri n'itegeko bahawe n'Imana Allah, kandi bashira mu ngiro ivyo bategetswe". (Al-Tahriim: 6).

Nkaba kandi nashimikiye ku nyigisho y'intumwa y'Imana , yakiriwe na Abdullaahi mwene Abbaasi (Imana Allah Ibishimire bompi), aho yavuze ati:

Umusi umwe Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah ) yari ampetse ku gitwazi, maze aca avuga ati: "Kibondo! Mu vy'ukuri, jewe ngira ndakwigishe amajambo akurikira uheze uyafate nkama: "Bungabunga amabwirizwa y'Imana Allah, na Yo Izokubungabunga. Bungabunga amabwirizwa y'Imana Allah, uzoyisanga imbere yawe. Iyo hagize ico usaba, ba ugisaba Imana Allah; n'iyo usavye imfashanyo, ba uyisaba Imana Allah. Menya kandi mu vy'ukuri ko, n'aho abantu bose bokoranya imitwe kugira bagire ico bakumariye, nta kintu na kimwe boheza ngo bakumarire, kiretse ico wandikiwe n'Imana Allah ko ukironka; no mu gihe bokoranya imitwe kugira bagire ico bakwiciye, nta kintu na kimwe boheza ngo bakwicire, kiretse ico wandikiwe n'Imana Allah ko kigushikira. Ivyagezwe rero vyaramaze kwandikwa, maze birazigamwa"". (Yashikirijwe na Al-Tirmidhiyyu hamwe na Ahmadi)

AKAMARO KO KWIGISHA ABANA

Mu vy'ukuri, umuntu ategerezwa kwigisha umwana ivyo akeneye kumenya mw'idini ryiwe, kugira abe umuntu abayeho yisunga ukwemera-ndemanwa kw'ubwislamu, atabangikanya Imana Allah n'ikintu na kimwe mu nzira y'ukwemera .

Al-Imamu ibnu Abi Zaidi Al-Qayrawaaniy (nyakugira impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati:

﴿ٱلۡيَوۡمَ أُحِلَّ لَكُمُ ٱلطَّيِّبَٰتُۖ وَطَعَامُ ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلۡكِتَٰبَ حِلّٞ لَّكُمۡ وَطَعَامُكُمۡ حِلّٞ لَّهُمۡۖ وَٱلۡمُحۡصَنَٰتُ مِنَ ٱلۡمُؤۡمِنَٰتِ وَٱلۡمُحۡصَنَٰتُ مِنَ ٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلۡكِتَٰبَ مِن قَبۡلِكُمۡ إِذَآ ءَاتَيۡتُمُوهُنَّ أُجُورَهُنَّ مُحۡصِنِينَ غَيۡرَ مُسَٰفِحِينَ وَلَا مُتَّخِذِيٓ أَخۡدَانٖۗ وَمَن يَكۡفُرۡ بِٱلۡإِيمَٰنِ فَقَدۡ حَبِطَ عَمَلُهُۥ وَهُوَ فِي ٱلۡأٓخِرَةِ مِنَ ٱلۡخَٰسِرِينَ ٥﴾ [المائدة: 5]

"Harakiriwe inyigisho ko abana babwirizwa gusenga bakwije imyaka indwi , bagakubitirwa gusenga bakwije imyaka cumi ,abana b'abahungu n'abakobwa bakanatandukanywa mu buryamo. Vyongeye ni ngombwa rero ko imbere yuko abana bagera mu bigero, bigishwa amabwirizwa y'Imana Allah Yabwirije abashumba bayo, haba ayashingiye ku majambo canke ku migirwa, kugira bazogere mu bigero yaramaze gutsimbatara no kunyengetera mu mishaha yabo, hamwe rero no kuyashira mu ngiro". INTANGAMARARAYA IBNU ABII ZAYDI AL-QAYRAWAANIY :5

*****

**IKIGABANE C'IVYIGWA VYEREKEYE UKWEMERA UBUMENYI BUJANYE N'UKWEMERA UKWEMERA KISLAMU: Ni ukwemera ata makenga ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah mu kurema, kubeshaho no kubungabunga ibiremwa, n'uko ari yo Ikwiye gusengwa Itabangikanywa na kimwe mu biremwa, n'uko Ifise amazina n'amatazirano meza ayiranga; ukwemera abamalayika bayo,Ibitabu vyayo, Intumwa zayo,umusi w'iherezo, hamwe n'ivyagezwe: ivyiza n'ibibi. Harimwo n'ukwemera n'ibintu vyose binyegejwe ibiremwa, ukwemera n'inzego z'idini , hamwe no kwemera n'ivyumvikanyweko n'aberanda batuboneye izuba mu kwemera, n'ibindi.**

### 1 Ikibazo ca 1: Imana yawe Rurema, ni nde?

Inyishu: Imana yanje Rurema, ni Allah We Yambungabunze Akabungabunga n'ibiremwa vyose. Ni Yo Mana nkwiye gusenga, nta Yindi mana mfise nkwiye gusenga atari Yo, ni Yo Rurema, Rugaba Igaba Ikaganza ibiremwa vyose Ikabibeshaho, Ikanabigenzura.

Icemezo ni Aayah aho Imana Allah Ivuga iti:

﴿ٱلۡحَمۡدُ لِلَّهِ رَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٢﴾ [الفاتحة: 2]

{: ﴿Nihashimagizwe Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose﴾. (Al-Faatiha: 2).

### Ikibazo ca 2: Idini ryawe ni irihe?

Inyishu: Idini ryanje, ni ubwislamu. Ubwislamu na bwo , ni ukwishikana ku Mana Allah mu kutayibangikanya n'ikintu na kimwe, no kwicisha bugufi kuri Yo mu kuyumvira hamwe no kwigira kure ibangikanyamana ukitandukanya n'abarikora.

Imana Allah Yavuze Iti

﴿إِنَّ ٱلدِّينَ عِندَ ٱللَّهِ ٱلۡإِسۡلَٰمُۗ ١٩﴾ [آل عمران: 19]

﴿" Mu vy'ukuri, idini ryishimiwe n'Imana Allah Yarungikanye Intumwa zose ku biremwa, ni ubwislamu﴾ . (Aali Imraani: 19).

**Ikibazo ca 3: Umuvugishwamana wawe (Intumwa yawe), ni nde?**

Inyishu: Umuvugishwamana wanje, ni Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

Imana Allah Yavuze iti:

﴿مُّحَمَّدٞ رَّسُولُ ٱللَّهِۚ ٢٩﴾ [الفتح: 29]

"Muhamadi, ni Intumwa y'Imana koko". (Al-Fat-hi: 29).]

**Ikibazo ca 4: Vuga wongere usigure ijambo rya " TAWHIID" (Itabangikanywa ry'Imana Allah).?**

Inyishu: Ijambo ry'itabangikanywa ry'Imana Allah, ni "LAA ILAAHA ILLAA LLAAH"; risigura: Nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿فَٱعۡلَمۡ أَنَّهُۥ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا ٱللَّهُ ١٩﴾ [محمد: 19]

﴿ Muvugishwamana! Menya rero ko ata mana y'ukuri ikwiye gusengwa atari Imana Allah﴾. (Muhammad: 19)

Imana Allah Yarongeye Ivuga Iti:

﴿ذَٰلِكَ بِأَنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلۡحَقُّ وَأَنَّ مَا يَدۡعُونَ مِن دُونِهِۦ هُوَ ٱلۡبَٰطِلُ وَأَنَّ ٱللَّهَ هُوَ ٱلۡعَلِيُّ ٱلۡكَبِيرُ ٦٢﴾ [الحج: 62]

﴿ Ivyo biri ukwo rero, kuko mu vy'ukuri Allah ari Yo Mana y'ukuri Ibwirijwe gusengwa, n'uko ibigirwamana ababangikanyamana basenga

mu gishingo cayo ari irementanya, n'uko kandi Imana Allah ari Yo Nyenicubahiro-ntangere, Nyenubukuru﴾ . (Al-Hajji : 62)

## Ikibazo ca 5: Imana Allah Iri he ?

Inyishu: Imana Allah Iri mw'ijuru hejuru y'Ubuhangamo buri hejuru y'ibiremwa vyose. Imana Yavuze Iti: ﴿Nyenimpuhwe Allah ahangamiye ku Buhangamo hejuru ya vyose mu buryo buberanye n'icubahiro ciwe﴾. (Twaa Ha: 5). Yarongeye Ivuga Iti:

﴿ٱلرَّحۡمَٰنُ عَلَى ٱلۡعَرۡشِ ٱسۡتَوَىٰ ٥﴾ [طه: 5]

﴿" Ni na Yo Nyeninkomezi, Iganza ibiremwa vyayo, ni na Yo Ntungane rero mu vyo Ikora Muhetuziwavyose﴾ . (Al-An'aam: 18).

## Ikibazo ca 6: Mbega ijambo "SHAHAADATU ANNA MUHAMMADAN RASUULU LLAAH", risigura iki?

Inyishu: Iryo jambo, risigura ko Muhamadi mu vy'ukuri yarungitswe n'Imana Allah kuba Intumwa ku biremwa, kugira ishikirize inkuru ihumuriza abayemera ko bazohabwa Ubwami bw'ijuru, inagabishe abagarariji ku bihano vyayo.

Ni ngombwa rero ko iyo Ntumwa:

1. Yumvirwa mu vyo yabwirije.

2. Yemerwa mu vyo yashikirije.

3. Ntihagire uwuyigabitaniriza.

4. Ntihabe uwiyegereza Imana Allah mu vyo akora vyose akanayisenga, kiretse mu buryo bwigishijwe n'Intumwa, ni na yo nsiguro yo gukurikira mu kwubahiriza inyigisho n'imigenzo vyayo hamwe no kwitandukanya n'ivyadukano.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿مَّن يُطِعِ ٱلرَّسُولَ فَقَدۡ أَطَاعَ ٱللَّهَۖ ٨٠﴾ [النساء: 80]

{: ﴿Uwo wese yumviye Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) agakurikiza n'inyigisho zayo, ni ukuri aba yumviye Imana Allah (yubahirije n'amabwirizwa yayo)﴾. (An-Nisaa-i: 80)

Yarongeye Ivuga Iti:

﴿وَمَا يَنطِقُ عَنِ ٱلۡهَوَىٰٓ ۝٣ إِنۡ هُوَ إِلَّا وَحۡيٞ يُوحَىٰ ۝٤﴾ [النجم: 3-4]

﴿ Kandi (Muhamadi) ntavuga yisunze ivyipfuzo vyiwe﴾ . Qor'ani n'imigenzo yiwe, si ikindi kiretse ko ari ihishurwa yahishuriwe n'Imana Allah﴾. (An-Najm: 3-4)]

Yaravuze kandi Iti:

﴿يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِيُّ ٱتَّقِ ٱللَّهَ وَلَا تُطِعِ ٱلۡكَٰفِرِينَ وَٱلۡمُنَٰفِقِينَۚ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَلِيمًا حَكِيمٗا ۝١﴾ [الأحزاب: 1]

﴿ Bemeramana! Ni ukuri murafise akarorero keza mwokwisunga mu nyigisho no mu migenzo vy'intumwa, ku wizeye ko azohura n'Imana Allah, akemera n'umusi w'iherezo, maze akaninahaza anatazira kenshi Imana Allah. (Al-Ahzaab: 21).

## Ikibazo ca 7: Ni kubera iki Imana Allah Yaturemye ?

Inyishu: Imana Allah Yaturemye kugira tuyiyegereze mu vyo dukora vyose tunayisenge ari imwe Rudende tutayibangikanya n'ikintu na kimwe.

Ntiyaturemye rero kugira ngo dusamazwe n'ivy'isi canke ngo dufyinate kw'isi.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَمَا خَلَقۡتُ ٱلۡجِنَّ وَٱلۡإِنسَ إِلَّا لِيَعۡبُدُونِ ۝٥٦﴾ [الذاريات: -56]

﴿ Sinaremye Amajini n'abantu (Nkabarungikira n'Intumwa) atari ukugira banyiyegereze mu vyo bakora vyose banansenge batambangikanya na kimwe mu biremwa﴾ . (Al-Dhaariyaati: 56).

## Ikibazo ca 8: Ijambo "IBAADA" risigura iki?

Inyishu: Ijambo "IBAADA", ni izina rikubiyemwo ikintu ico ari cose Imana Allah Ikunda Ikanacishimira, yaba ari amajambo canke ibikorwa; vyaba ibiboneka canke ibitaboneka.

- Ibikorwa biboneka, ni nk'itazira n'ininahazamana mu kuyitagatifuza, kuyishimagiza no kuyikuza hakoreshejwe ururimi, hamwe rero no gusenga no gushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka.

- Ibikorwa bitaboneka, ni nko kwishimikiza Imana Allah ukayizera, kuyitinya no kuyizigira.

## Ikibazo ca 9: Ni irihe bwirizwa rihambaye cane kuri twebwe?

Inyishu: Ibwirizwa rihambaye cane kuri twebwe, ni ukutabangikanya Imana Allah. Imana Allah Yavuze Iti:.

﴿وَمَآ أُمِرُوٓاْ إِلَّا لِيَعۡبُدُواْ ٱللَّهَ مُخۡلِصِينَ لَهُ ٱلدِّينَ حُنَفَآءَ وَيُقِيمُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَيُؤۡتُواْ ٱلزَّكَوٰةَۚ وَذَٰلِكَ دِينُ ٱلۡقَيِّمَةِ ٥﴾ [البينة: 5]

﴿Nta n'ikindi bategetswe gukora mu mabwirizwa bahawe, atari ukwiyegereza Imana Allah mu vyo bakora vyose، banayisenga ari Imwe Rudende، beze idini ryayo batayibangikanya n'ikintu na kimwe ﴾(Al-Bayyina: 5)

## Ikibazo ca 10: Ni iyihe mice y'itabangikanywa ry'Imana Allah ?

Inyishu: Itabangikanywa ry'Imana Allah riri mu mice itatu : 1. TAWHIIDU RUBUUBIYYA: Ni ukwemera ko Imana Allah ari Yo Rurema, Mubeshaho, Nyeninganji, Itunganiriza ibiremwa vyayo vyose , n'uko ata na kimwe kibangikanije na Yo muri ivyo vyose.

2. TAWHIIDU ULUUHIYYA : Ni ukwemera ko Imana Allah ari Yo Yiharije ugusengwa ari Imwe Rudende ata kubangikanywa; nta kindi kintu na kimwe kibwirijwe gusengwa atari Imana Allah.

3. TAWHIIDU ASMAA-I WASSWIFAATI: Ni ukwemera ko Imana Allah Ifise amazina n'amatazirano meza, yaje muri Qor'ani no mu nyigisho n'imigenzo vy'intumwa, maze ukayemera nk'uko yaje, ata kuyasusisha canke kuyagereranya n'ayibiremwa; ata kuyahakana canke ngo hirengagizwe kibure hongerweko na kimwe kuri yo.

Icemezo c'iyo mice itatu y'itabangikanywa ry'Imana Allah ni muri Aayah aho Imana Allah Yavuze Iti:

﴿رَّبُّ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ وَمَا بَيۡنَهُمَا فَٱعۡبُدۡهُ وَٱصۡطَبِرۡ لِعِبَٰدَتِهِۦۚ هَلۡ تَعۡلَمُ لَهُۥ سَمِيّٗا ٦٥﴾ [مريم: 56]

﴾ Ni Yo Mana Rurema w'amajuru n'isi n'ibiri hagati yavyo. Muvugishwamana ! Shishikara rero uyiyegereza mu vyo ukora vyose unayisenga ari Imwe Rudende, maze wihanganire iyumviramana ,wewe hamwe n'abagukurikiye. Nta n'umwe rero yokwitiranywa na Yo mu kuntu Iremye, mu bushobozi n'ububasha vyayo, mu mazina n'amatazirano vyayo﴿. (Mar-yam: 65)

### Ikibazo ca 11: Ni ikihe caha rutura gusumba vyose?

Inyishu: Icaha rutura gusumba vyose, ni icaha c'ibangikanyamana. .

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿إِنَّ ٱللَّهَ لَا يَغۡفِرُ أَن يُشۡرَكَ بِهِۦ وَيَغۡفِرُ مَا دُونَ ذَٰلِكَ لِمَن يَشَآءُۚ وَمَن يُشۡرِكۡ بِٱللَّهِ فَقَدِ ٱفۡتَرَىٰٓ إِثۡمًا عَظِيمًا ٤٨﴾ [النساء: 48]

﴾ Mu vy'ukuri, Imana Allah ntigumiriza akabanga ngo Ibabarire icaha co kuyibangikanya n'ikintu na kimwe mu biremwa, canke kuyigarariza mu buryo ubwo ari bwo bwose buciye kubiri n'ukwemera, mu gihe uwagikoze yopfa atarigaya. Imana Allah Igumiriza akabanga, Ikababarira ibindi vyaha n'ibicumuro bitari ivyo ku wo Ishatse mu

biremwa. Uwo wese rero abangikanije Imana Allah n'ikindi kintu, aba yadukanye icaha rutura koko﴾. (Al-Nisaa-i: 48)

**Sigura ico ari co Ibangikanyamana ,wongere uvuge n'amoko yaryo.?**

Inyishu : Ibangikanyamana, ni umuntu kugira ikigirwamana abangikanya Imana Allah mu bumana bwayo bwo gusengwa ari Imwe Rudende; canke mu bushobozi n'ububasha bwayo bwo kurema; canke mu mazina no mu matazirano yayo. Biri mw'ibangikanyamana, kugirira ikitari Imana Allah, ikintu ico ari cose kijanye n'ibikorwa vyo kwiyegereza Imana Allah.

AMOKO Y'IBANGIKANYAMANA

1. Ibangikanyamana rutura; nko gusaba no gutakambira ikitari Imana Allah, kwubamira ikitari Imana Allah, kubaga igitungwa bidakozwe ku bw' Imana Allah.

2. Ibangikanyamana rito: Iri bangikanyamana ntirikura umuntu mu bwislamu; nko kurahira kw'izina ritari iry'Imana Allah, kwambara ibiheko (ibiheko: ni ico ari co cose umuntu yambara arondera kugira ico aronse canke yikingire ivyago), kwiyerekana mu gukora ikintu; nko kwitwararika gusenga neza ku kugira abantu bamubone.

**Ikibazo ca 13: Hari n'umwe yoba azi ibinyegejwe ibiremwa kiretse Imana Allah?**

Inyishu: Nta n'umwe azi ibinyegejwe ibiremwa kiretse Imana Allah Yonyene.

Imana Allah Yavuze Iti :

﴿قُل لَّا يَعۡلَمُ مَن فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضِ ٱلۡغَيۡبَ إِلَّا ٱللَّهُۚ وَمَا يَشۡعُرُونَ أَيَّانَ يُبۡعَثُونَ٦٥﴾ [النمل: 65]

﴿Ntumwa y'Imana! Vuga ubwire ababangikanyamana uti: "Nta n'umwe mu biremwa biri mu majuru no kw'isi azi ibinyegejwe

ibiremwa atari Imana Allah Yo Yonyene gusa, eka na nya biremwa ntibizi n'igihe bizozukirako﴾. (Al-Namlu: 65)

### Ikibazo ca 14: Inkingi z'ukwemera, ni zingahe? Inyishu: Inkingi z'ukwemera, ni zitandatu?

1. Kwemera Imana Imwe Rudende Allah.

2. Kwemera abamalayika bayo.

3. Kwemera ibitabu vyayo.

4. Kwemera Intumwa zayo.

5. Kwemera umusi w'iherezo.

6. Kwemera ivyagezwe: ivyiza muri vyo n'ibibi.

Icemeza izo nkingi, ni inyigisho izwi cane ya Jibrili, yashikirijwe na Muslimu, aho Jibrili yabwiye Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), ati: "Enda rero mbwira ibijanye no kwemera. Umuvugishwamana araheza amwishura ati: "Ni uko wemera Imana Imwe Rudende Allah, abamalayika bayo, Ibitabu vyayo, Intumwa zayo n'umusi w'iherezo, ukemera n'ivyagezwe : ivyiza muri vyo n'ibibi."

### Ikibazo ca 15: Inkingi z'ukwemera, zisigura iki?

Inyishu: Ukwemera Imana Allah:

Ni ukwemera ko Imana Allah ari Yo Yakuremye Ikakubeshaho, n'uko ari Yo Nyeninganji, Rutunganirizibiremwa, n'uko ata na kimwe kibangikanije na Yo muri ivyo;

ukemera n'uko ari yo Mana ikwiye gusengwa, ata n'iyindi mana ibaho ibikwiye atari Yo, ni Yo Nyenukurema, Nyenugushinga amateka n'ingingo Itabangikanijwe n'ikintu na kimwe mu biremwa;

n'uko ari Nyenicubahiro, Nyenubukuru, Nyenugushimagizwa bikwiye; n'uko Ifise amazina n'amatazirano meza yubashwe, nta na kimwe kibangikanije na Yo, nta n'igisa canke gisuse na Yo.

Ukwemera abamalayika:

Ni ukwemera ko abamalayika ari ibiremwa vyaremwe n'Imana Allah mu muco, kugira biyiyegereze mu vyo bikora vyose mu gushira mu ngiro vy'ukuri amabwirizwa yayo. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَقَالُواْ ٱتَّخَذَ ٱلرَّحۡمَٰنُ وَلَدٗاۗ سُبۡحَٰنَهُۥۚ بَلۡ عِبَادٞ مُّكۡرَمُونَ ٢٦ لَا يَسۡبِقُونَهُۥ بِٱلۡقَوۡلِ وَهُم بِأَمۡرِهِۦ يَعۡمَلُونَ ٢٧﴾ [الأنبياء: 26-27]

﴾ Ahubwo abamalayika ni abaja bayo batewe iteka; bumvira Imana Allah koko, ntibitanganiza kuvuga kiretse ivyo bategetswe na Yo, kandi nta n'ikintu na kimwe bakora batabanje guhabwa uburenganzira na Yo ﴿. (Al-Ambiyaa-i: 26-27)

. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) na yo yavuze iti: "Abamalayika baremwe mu muco". Yashikirijwe na Muslim. Muri abo bamalayika, twovuga Jibrili (nyakugira amahoro y'Imana Allah), akaba ari na we ajejwe kumanurira Abavugishwamana, ivyo bahishuriwe n'Imana Allah. Imana Allah Yavuze Iti

﴿وَإِنَّهُۥ لَتَنزِيلُ رَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ١٩٢ نَزَلَ بِهِ ٱلرُّوحُ ٱلۡأَمِينُ ١٩٣ عَلَىٰ قَلۡبِكَ لِتَكُونَ مِنَ ٱلۡمُنذِرِينَ ١٩٤ بِلِسَانٍ عَرَبِيّٖ مُّبِينٖ ١٩٥﴾ [الشعراء: 192-195]

﴿Mu vy'ukuri iyi Qor'ani icira abantu ku mayange kahise k'ivyashikiye Intumwa n'abo zarungitsweko, yamanuwe ivuye ku Mana Rurema Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose; Iyo Qor'ani yamanukanwe na Mutimamweranda akaba n'umwizigirwa Jibrili; araheza arayigusomera urayizigama mu mutima, uranatahura n'ingingo zirimwo kugira ube Intumwa mu zindi Ntumwa zigabisha ku bihano vy'Imana Allah abo zarungitsweko, uheze ugabishe rero abantu bose co kimwe n'Amajini; akaba yayimanukanye iri mu rurimi rw'icarabu rutomoye, harimwo ingingo zose nkenerwa mu gutunganya ivy'ubuzima bwo kw'isi n'ivy'ubuzima bw'inyuma yo gupfa﴾. (Al-Shu'araa-i: 192-195).

Ukwemera Ibitabu:

Ivyo Bitabu, ni birya Imana Allah Yamanuriye Intumwa zayo.

-Nka Qor'ani yamanuriwe Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah)

-Injili yamanuriwe Isa (ari we Yesu, (nyakugira amahoro y'Imana Allah)

-Tawurati yamanuriwe Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah)

-Zaburi yamanuriwe Dawudi (nyakugira amahoro y'Imana Allah)

-Imizingo y'impapuro yamanuriwe Ibrahimu na Musa (ba nyakugira amahoro y'Imana Allah).

Ukwemera intumwa:

Na zo ni Intumwa, Imana Allah Yarungikiye abaja bayo kugira zibigishe, zibashikirize inkuru ihumuriza y'Ubwami bw'ijuru, zinabagabishe ku bihano vy'umuriro.

-Abatewe iteka gusumba muri zo, ni inararibonye zihanganye gusumba izindi (Ulu l'azmi), na zo ni:

* Nuhu (nyakugira amahoro y'Imana Allah)

* Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah)

* Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah)

* Issa (nyakugira amahoro y'Imana Allah)

* Hamwe rero na Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah).

Ukwemera umusi w'iherezo:

Ni ukwemera ibibera mw'irimbi inyuma yo gupfa (igihe umutu ari mu mva), n'ibizoba ku musi w'umuhero w'isi, no ku musi w'izuka n'iharurirwa ry'ibiremwa, aho abantu bo mu Bwami bw'ijuru bazobwinjira, babubemwo ibihe bidahera; abo mu muriro na bo, bazowinjira, bawubemwo ibihe bidahera. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿قَالُوٓاْ إِنَّمَآ أَنتَ مِنَ ٱلۡمُسَحَّرِينَ ١٨٥﴾ [الشعراء: 185]

﴿ Zina kiremwa ico ari co cose gifise ubuzima gitegerezwa gupfa, gutyo ibiremwa vyose bisubire ku Yabiremye, Iheze Ibiharurire. Ni ukuri, muzotunganirizwa indishi zanyu ku vyo mwakoze zitagabanijweko na gato ku musi w'izuka. Uwo wese rero azoterwa iteka akigizwa kure y'umuriro, akinjizwa mu Bwami bw'ijuru, azoba aronse intsinzi nya ntsinzi. Burya ubuzima bwo kw'isi, si ikindi kiretse ko ari ibihendamaso vyo kuryoherwa gato, ntibukabahende rero﴾. (Aali Imraani: 185).

Ukwemera ivyagezwe; ivyiza muri vyo n'ibibi:

Ivyagezwe : Ni ukwemera ko Imana Allah Izi ibintu vyose bibera kw'isi no mw'ijuru, n'uko Yamaze kuvyandika vyose mu Gitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo (Lawhu Mahfuudhw), Iraheza Ishaka ko bibaho, Irabirema bica birabaho.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿إِنَّا كُلَّ شَيۡءٍ خَلَقۡنَٰهُ بِقَدَرٖ ٤٩﴾ [القمر: 49]

﴾ Mu vy'ukuri Twebwe Allah, ikintu cose Twakiremye ku rugero rwagezwe (kandi ruzwi mu Gitabu nyezina canditswemwo ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo: Lawhu Mahfuudhw﴿ . (Al-Qamar: 49).

Ukwemera ivyagezwe rero, kuri mu ngero zine:

Urugero rwa mbere: • Ubumenyi bw'Imana Allah: Muri ubwo bumenyi hahurikiyemwo ubumenyi bwayo ku kintu ico ari co cose imbere yuko kiba no mu nyuma yaho.

Ikivyemeza ni muri Aayah aho Imana Allah Yavuze Iti:

﴿إِنَّ ٱللَّهَ عِندَهُۥ عِلۡمُ ٱلسَّاعَةِ وَيُنَزِّلُ ٱلۡغَيۡثَ وَيَعۡلَمُ مَا فِي ٱلۡأَرۡحَامِۖ وَمَا تَدۡرِي نَفۡسٞ مَّاذَا تَكۡسِبُ غَدٗاۖ وَمَا تَدۡرِي نَفۡسُۢ بِأَيِّ أَرۡضٖ تَمُوتُۚ إِنَّ ٱللَّهَ عَلِيمٌ خَبِيرُۢ ٣٤﴾ [لقمان: 34]

﴾ Mu vy'ukuri, ubumenyi bw'isango ry'umuhero w'isi uzoshikirako, ni ubw'Imana Allah Yonyene, ni Yo Inatuma imvura igwa (igahembura ibiremwa)، Irazi n'ikiremwa kikiri mu gitereko, nta kiremwa na kimwe gifise ubuzima kizi ikizokibeshaho ejo, nta n'ikiremwa na kimwe gifise ubuzima kizi isango n'ahantu kizopfira, (ivyo vyose bikaba biri mu bumenyi bwayo). Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Muhetuziwavyose﴿. (Luqmaani: 34).

Urugero rwa kabiri: • Ivyabaye n'ibizoba vyose: Imana Allah Yaramaze kuvyandika mu Gitabu nyezina (Lawhu Mahfuudh).

Ikivyemeza , ni muri Aayah aho Imana Allah Ivuga Iti:

﴿۞ وَعِندَهُۥ مَفَاتِحُ ٱلۡغَيۡبِ لَا يَعۡلَمُهَآ إِلَّا هُوَۚ وَيَعۡلَمُ مَا فِي ٱلۡبَرِّ وَٱلۡبَحۡرِۚ وَمَا تَسۡقُطُ مِن وَرَقَةٍ إِلَّا يَعۡلَمُهَا وَلَا حَبَّةٖ فِي ظُلُمَٰتِ ٱلۡأَرۡضِ وَلَا رَطۡبٖ وَلَا يَابِسٍ إِلَّا فِي كِتَٰبٖ مُّبِينٖ ٥٩﴾ [الأنعام: 59]

﴾ Imana Allah, ni Yo Ifise impfunguruzo z'ibigega vy'ibinyegejwe ibiremwa; nta n'umwe azi ibirimwo kiretse yo gusa, Iranazi ibibera

imusozi n'ibibera mw'ibahari; nta n'ibabi rikoroka ku giti kiretse ko Irizi, eka nta n'urutete ruri mu kuzimu, eka nta n'icatsi kibisi canke cumye mu binyabuzima n'ibindi, kiretse ko vyose biri mu vyanditswe mu Gitabu gitomora vyose (Lawhu Mahfuudhw)﴾ . ( Al-An'aam 59).

Urugero rwa gatatu: • Ikintu ico ari co cose kiba ku bushake bw'Imana Allah: Nta na kimwe rero kiba ngo gishikire ibiremwa, kiretse ko kiba ku bushake bwayo. Ikiremwa rero na co carahawe ubushobozi bwo guhitamwo, ishaka n'ugushaka; ariko rero iryo shaka n'ugushaka, ntibishobora kuba kiretse inyuma y'uko Imana Allah Ishatse ko biba. Ikivyemeza ni muri Aayah aho Imana Allah Ivuga Iti

﴿لِمَن شَآءَ مِنكُمۡ أَن يَسۡتَقِيمَ ٢٨ وَمَا تَشَآءُونَ إِلَّآ أَن يَشَآءَ ٱللَّهُ رَبُّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٢٩﴾ [التكوير: 28-29]

﴿ Kuri uwo wese muri mwebwe ashaka gutumbera inzira igororotse; Kandi ntimuzoshaka kugororoka ngo mubishobore kiretse igihe Imana Allah Yabishatse, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose﴾ . (Al-Takwiir: 28-29)

Urugero rwa kane: • Ukwemera ko ibintu vyose ari ibiremwa vy'Imana Allah : Imana Allah ni Yo Yabiremye ubwavyo ; Yararemye inyifato n'ingendo yavyo; ukuntu bikora, hamwe rero n'ico ari co cose kibigize.

Ikivyemeza, ni muri Aayah aho Imana Allah Ivuga Iti:

﴿وَٱللَّهُ خَلَقَكُمۡ وَمَا تَعۡمَلُونَ ٩٦﴾ [الصافات: 96]

﴿ Mugaheza mukareka kwiyegereza Imana Allah mu vyo mukora ntimunayisenge ari na Yo Yabaremye, Ikarema n'ivyo mukora!﴾ . (Al-Swaaffaat: 96).

### Ikibazo ca 16: Mbega Qor'ani, ni iki?

Inyishu: Qor'ani, ni amajambo y'Imana Allah, ntabwo ari ikintu caremwe.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَإِنۡ أَحَدٞ مِّنَ ٱلۡمُشۡرِكِينَ ٱسۡتَجَارَكَ فَأَجِرۡهُ حَتَّىٰ يَسۡمَعَ كَلَٰمَ ٱللَّهِ ثُمَّ أَبۡلِغۡهُ مَأۡمَنَهُۥۚ ذَٰلِكَ بِأَنَّهُمۡ قَوۡمٞ لَّا يَعۡلَمُونَ ٦﴾ [التوبة: 6]

﴿ Ntumwa y'Imana! Nihagira uwugeramirwa mu babangikanyamana, ubuzima n'amatungo vyiwe bigahungabanywa maze akaguhungirako, uramuha ubuhungiro, maze umwakire kugira kamubere akaryo ko kwumva ukuri ku majambo y'Imana Allah ya Qor'ani...﴾. (Al-Tawba: 6)

Hari n'inyigisho y'intumwa yakiriwe, ivuga iti : "Icubahiro n'agaciro k'amajambo y'Imana Allah ku yandi majambo yose, ni nk'icubahiro c'Imana Allah ku biremwa vyayo". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiyyu.

### Ikibazo ca 17: Ijambo "SUNNAH", risigura iki?

Inyishu: Ijambo "SUNNAH", ni ijambo iryo ari ryo ryose ryavuzwe n'Intumwa, canke ikintu cakozwe mu maso y'Intumwa ntiyakibuza, canke ukuntu Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yigenza n'ukuntu yari iremwe...

### Ikibazo ca 18: Mbega "BID'AH", ni iki? Mbega twoba twemerewe hoho kuyikora?

Inyishu: BID'AH, ni ikintu ico ari co cose umuntu yadukana mw'idini , maze ico kintu kikaba ataho cigeze gikorwa igihe c'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) ,haba no mu gihe c'ingendanyi zayo.

BID'AH rero, ntitwemerewe kuyikora, ahubwo mbere tuyamirira kure; twisunze inyigisho y'intumwa, aho Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) Yavuze Iti: "Icadukano ico ari co cose mw'idini, ni ubuhuvyi". Yashikirijwe na Abu Dawudi. Hariho n'iyindi nyigisho y'intumwa, aho Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe

vy'Imana Allah) yavuze iti: "Uwozokora ikintu ico ari co cose tutigeze twigisha mw'idini ryacu, ntikizokwemerwa". Yashikirijwe na Muslim.

Akarorero k'icadukano, ni nk'ukwongereza ikintu gishasha mu bikorwa vyo kwiyegereza Imana Allah; nko kwoza ibihimba incuro ya kane mu gutunganya isuku ryo gusenga, canke guhimbaza umusi w'ivuka ry'Intumwa, kandi ritigeze ribaho mu gihe Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) hamwe n'ingendanyi ziwe, bari bakiriho.

## Ikibazo ca 19: Mbega ukwemera ubugenzi somambike (al-walaa-i) no kwitandukanya n'abagarariji(al-baraa-i), bisigura iki?

Inyishu: Ubugenzi somambike "Al-Walaa-i", ni ugucudika mu gukundana no gutabarana hagati y' abemeramana.

Imana Allah Yavuze Iti: ﴿Abemeramana n’abemeramanakazi baracudika bagatabarana hagati yabo ...﴾. (At-Tawba: 71).

Ukwitandukanya n'abagarariji "Al-Baraa-i", ni ukwanka no kwankiriza abagarariji.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَٱلۡمُؤۡمِنُونَ وَٱلۡمُؤۡمِنَٰتُ بَعۡضُهُمۡ أَوۡلِيَآءُ بَعۡضٖۚ ۝٧١﴾ [التوبة: 71]

{Mümin erkekler ve Mümin kadınlar birbirlerinin dostlarıdır.} [Tevbe Suresi: 71. Ayet]

Berâ: Kâfirlere buğz etmek ve onlara düşman olmaktır.

Allah Teâlâ şöyle buyurmuştur:

﴿قَدۡ كَانَتۡ لَكُمۡ أُسۡوَةٌ حَسَنَةٞ فِيٓ إِبۡرَٰهِيمَ وَٱلَّذِينَ مَعَهُۥٓ إِذۡ قَالُواْ لِقَوۡمِهِمۡ إِنَّا بُرَءَٰٓؤُاْ مِنكُمۡ وَمِمَّا تَعۡبُدُونَ مِن دُونِ ٱللَّهِ كَفَرۡنَا بِكُمۡ وَبَدَا بَيۡنَنَا وَبَيۡنَكُمُ ٱلۡعَدَٰوَةُ وَٱلۡبَغۡضَآءُ أَبَدًا حَتَّىٰ تُؤۡمِنُواْ بِٱللَّهِ وَحۡدَهُۥٓ ۝٤﴾ [الممتحنة: 4]

﴿ (Bemeramana! Mu vy'ukuri, murafise akarorero keza mu mvugo no mu ngiro ku Ntumwa y'Imana Ibrahimu (nyakugira amahoro y'Imana Allah), hamwe n'abemeramana bari kumwe na yo, igihe babwira abantu babo batemera bati : "Mu vy'ukuri, twebwe turitandukanije na mwe hamwe n'ivyo musenga biteye kubiri n'Imana Allah. Kuva ubu rero twagararije ivyo mwemera mu bigirwamana, hamaze no kwibonekeza urwanko n'inzigo hagati yacu na mwe kugeza aho muzokwemera Imana Imwe Rudende Allah, mukavavanura no gusenga ibigirwamana﴾. (Al-Mumtahana: 4)

## Ikibazo ca 20: Mbega Imana Allah Iremera irindi dini ritari ubwislamu?

Inyishu: Imana Allah ntiyemera idini ritari iry'ubwislamu.

Imana Allah Yavuze Iti

﴿وَمَن يَبۡتَغِ غَيۡرَ ٱلۡإِسۡلَٰمِ دِينٗا فَلَن يُقۡبَلَ مِنۡهُ وَهُوَ فِي ٱلۡأٓخِرَةِ مِنَ ٱلۡخَٰسِرِينَ٨٥﴾ [آل عمران: 85]

"Uwurondera kwubahiriza idini ritari iry'ubwislamu ntazoryakiririrwa namba, kandi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa azoba mu bahomvye ubuzima bwabo bwose". (Aali Imraani: 85).

## Ikibazo ca 21: Tanga uturorero two kugarariza kuba mu mvugo, mu bikorwa no mu kwemera.

Inyishu: Akarorero ko kugarariza kuba mu mvugo; ni nko gutuka Imana Allah (Nyakuninahazwa), canke gutuka Intumwa yayo (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah).

Akarorero ko kugarariza kuba mu bikorwa(ingiro) ; ni nko gukora ikintu gisuzuguza Umus-hafu (Igitabu Gitagatifu), canke kwubamira ikitari Imana Allah.

Akaroero k'igarariza riba mu kwemera; ni nko kwemera ko hariho igikwiye gukorerwa ibikorwa vyo kwiyegereza Imana Allah atari Imana Allah Yonyene, canke kwemera ko hariho uwafashije Imana Allah kurema.

## Ikibazo ca 22: Tanga insiguro y'uburyarya wongere uvuge n'amoko yabwo?

Inyishu: Amoko y'uburyarya ni aya akurikira:

1. Uburyarya rutura : Ni ukwiyorobeka mu guhisha ubugarariji mu mutima ,umuntu akagaragaza ukwemera.

Uburyarya rutura , burakura umuntu mu bwislamu kuko bufatwa ko ari igarariza rutura.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿إِنَّ ٱلۡمُنَٰفِقِينَ فِي ٱلدَّرۡكِ ٱلۡأَسۡفَلِ مِنَ ٱلنَّارِ وَلَن تَجِدَ لَهُمۡ نَصِيرًا ١٤٥﴾ [النساء: 145]

﴿Mu vy'ukuri, indyarya zizohanirwa mu nyenga y'umuriro (ku musi w'izuka). Ntumwa y'Imana! Menya neza kandi ko utazokwigera uzironkera umutabazi azikingira ibihano﴾. (An-Nisaa-i: 145).

2. Uburyarya buto.

Akororero, ni nko kubesha, kutubahiriza isezerano no guhemuka ku mbitso (canke kumena ibanga).

Uburyarya buto, ntibukura umuntu mu bwislamu, ariko buri mu vyaha bihanirwa uwubikoze.

Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Ibimenyetso vy'indyarya, ni bitatu: Iyo aganiriye avuga ububeshi ; iyo naho atanze isezerano ntaryubahiriza; n'iyo yizewe ku mbitso (canke kw'ibanga) arahemuka". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim..

## Ikibazo ca 23: Ni nde yasozereye Abavugishwamana n'Intumwa?

Inyishu: Uwasozereye Abavugishwamana n'Intumwa, ni Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah).

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿مَّا كَانَ مُحَمَّدٌ أَبَآ أَحَدٖ مِّن رِّجَالِكُمۡ وَلَٰكِن رَّسُولَ ٱللَّهِ وَخَاتَمَ ٱلنَّبِيِّـۧنَۗ وَكَانَ ٱللَّهُ بِكُلِّ شَيۡءٍ عَلِيمٗا ٤٠﴾ [الأحزاب: 40]

﴾ Muhamadi ntiyigeze aba se w'uwo wese muri mwebwe, ariko ni Intumwa y'Imana Allah, akaba n'Umuhetuzi w'Abavugishwamana bose (gushika ku musi w'umuhero w'isi) ...﴿ . (Al-Ahzaab: 40).

Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) na yo yavuze iti: "Ni jewe rero, uwasozereye Abavugishwamana, nta Muvugishwamana azorungikwa mu nyuma zanje". Yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhiyyu n'abandi.

## Ikibazo ca 24: Mbega igitangaro, ni iki?

Inyishu: Igitangaro, ni ikintu ico ari co cose kidasanzwe ( c'insigabwenge)  Imana Allah Iha Abavugishwamana bayo, kugira cerekane kandi cemeze ukuri kwabo. Akororero, ni nko:

- Ukwigaburamwo kubiri kw'ukwezi igihe c'Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah). Imana Allah Yavuze Iti: ﴾Umuhero w'isi vuba bwango ugiye gushika, n'ukwezi kwigabuyemwo kubiri; N'iyo ababangikanyamana babonye igitangaro cerekana ko Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) ari Intumwa y'ukuri, barirengagiza kumwemera bakamwamirira kure, bakavuga bahakana bati:

﴿ٱقۡتَرَبَتِ ٱلسَّاعَةُ وَٱنشَقَّ ٱلۡقَمَرُ ١ وَإِن يَرَوۡاْ ءَايَةٗ يُعۡرِضُواْ وَيَقُولُواْ سِحۡرٞ مُّسۡتَمِرّٞ ٢ وَكَذَّبُواْ وَٱتَّبَعُوٓاْ أَهۡوَآءَهُمۡۚ وَكُلُّ أَمۡرٖ مُّسۡتَقِرّٞ ٣﴾ [القمر: 1-3]

Ico gitangaro, ni uburozi butamara kabiri; Barahakanye bivuye inyuma (Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro

n’impuhwe vy’Imana Allah), maze bakurikira ubuhuvyi ku vyipfuzo vyabo. Uguhembwa ineza canke inabi ku vyakozwe n’ibiremwa rero, gutegerezwa kuba ku musi w’izuka, nta gisivya﴾. (Al-Qamar: 1-3).

- Ukwicamwo kubiri kw'ibahari igihe ca Musa (nyakugira am'ahoro y'Imana Allah); n'isomeshwa nturi rya Firawuni hamwe n'ingabo ziwe. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَإِذۡ فَرَقۡنَا بِكُمُ ٱلۡبَحۡرَ فَأَنجَيۡنَٰكُمۡ وَأَغۡرَقۡنَآ ءَالَ فِرۡعَوۡنَ وَأَنتُمۡ تَنظُرُونَ٥٠﴾ [البقرة: 50]

﴿ Nimwibuke inema zanje Nabahaye muheze mumwibuke kandi igihe Twabaciramwo kubiri ibahari ritukura (hakaboneka inzira ihita)، gutyo Tubakura mu bihano mwarimwo, Tunasomesha nturi Firawuni n’abantu biwe na mwe mwirabira n’amaso yanyu﴾ . (Al-Baqara: 50).

## Ikibazo ca 25: Ingendanyi, ni ba nde? Mbega noba ndazikunda?

Inyishu: Ingendanyi, ni umuntu yahuye n'Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) amwemera, agaheza agapfa ari umwislamu.

Dutegerezwa rero gukunda ingendanyi no kuzifatirako akarorero mu vyaziranze; kandi zozo ni intungane zikaba n'intore gusumba abantu bose havuyemwo Abavugishwamana.

Intungane n'intore muri zo zisumba izindi, ni ingendanyi zine zakoreye mu ngata Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah). Na zo ni:

Abu Bakari (Imana Allah Imwishimire).

Omari (Imana Allah Imwishimire).

Othmani (Imana Allah Imwishimire).

Ali (Imana Allah Imwishimire). Imana Allah Yavuze ku vyerekeye ingendanyi (Imana Allah Izishimire),Iti:

﴿وَٱلسَّٰبِقُونَ ٱلۡأَوَّلُونَ مِنَ ٱلۡمُهَٰجِرِينَ وَٱلۡأَنصَارِ وَٱلَّذِينَ ٱتَّبَعُوهُم بِإِحۡسَٰنٖ رَّضِيَ ٱللَّهُ عَنۡهُمۡ وَرَضُواْ عَنۡهُ وَأَعَدَّ لَهُمۡ جَنَّٰتٖ تَجۡرِي تَحۡتَهَا ٱلۡأَنۡهَٰرُ خَٰلِدِينَ فِيهَآ أَبَدٗاۚ ذَٰلِكَ ٱلۡفَوۡزُ ٱلۡعَظِيمُ١٠٠﴾ [التوبة: 100]

N'ababaye aba mbere (mu kwemera Imana Allah n'Intumwa yayo) mu bimukira n'abasangwa, hamwe n'ababakurikiye mu kwemera mu mvugo n'ingiro ku bugwaneza, barondera gushimwa n'Imana Allah, Imana Allah Yarabishimiye (kw'iyumviramana ryabo), na bo nyene kandi barayishimiye (ku mpembo y'ivyo bakoze), Yaranabategekanirije imirima itotahaye yo mu Bwami bw'ijuru, musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi, bazoyibamwo ibihe bidahera, (mu nema zamaho). Iyo rero ni yo ntsinzi ihambaye.﴾. (At-Tawba: 100).

### Ikibazo ca 26: Abavyeyi b'abemeramana, ni bande?

Inyishu: Abavyeyi b'abemeramana, ni abakenyezi b'Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah).

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿ٱلنَّبِيُّ أَوۡلَىٰ بِٱلۡمُؤۡمِنِينَ مِنۡ أَنفُسِهِمۡۖ وَأَزۡوَٰجُهُۥٓ أُمَّهَٰتُهُمۡۗ وَأُوْلُواْ ٱلۡأَرۡحَامِ بَعۡضُهُمۡ أَوۡلَىٰ بِبَعۡضٖ فِي كِتَٰبِ ٱللَّهِ مِنَ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ وَٱلۡمُهَٰجِرِينَ إِلَّآ أَن تَفۡعَلُوٓاْ إِلَىٰٓ أَوۡلِيَآئِكُم مَّعۡرُوفٗاۚ كَانَ ذَٰلِكَ فِي ٱلۡكِتَٰبِ مَسۡطُورٗا٦﴾ [الأحزاب: 6]

﴿ Umuvugishwamana (Muhamadi (nyakugira amahoro n’impuhwe vy’Imana Allah)، akwiye kwitwararikwa n’abemeramana mu bijanye n’idini n’ubuzima bwo kw’isi, kurusha uko bitwararika ubuzima bwabo. Abakenyezi biwe na bo, ni ba kizira ku bemeramana nka ba nyina babavyara; ntibarekuriwe kubabira mu nyuma yiwe﴾. (Al-Ahzaab: 6)

### Ikibazo ca 27: Ni akahe gateka k'abanyamuryango b'Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), dutegerezwa kwubahiriza?

Inyishu: Abanyamuryango b'Umuvugishwamana dutegerezwa kubakunda no kububahiriza; dutegerezwa kwanka tukankiriza abo bose babanka tutabarengereye . Abanyamuryango wiwe rero, bagizwe n'abakenyezi biwe, abana n'abuzukuru bamukomokako, hamwe rero n'abemeramana bakomoka muri Bene Haashimu no muri Bene Al-Mutwalib. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَقَرۡنَ فِي بُيُوتِكُنَّ وَلَا تَبَرَّجۡنَ تَبَرُّجَ ٱلۡجَٰهِلِيَّةِ ٱلۡأُولَىٰۖ وَأَقِمۡنَ ٱلصَّلَوٰةَ وَءَاتِينَ ٱلزَّكَوٰةَ
وَأَطِعۡنَ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥٓۚ إِنَّمَا يُرِيدُ ٱللَّهُ لِيُذۡهِبَ عَنكُمُ ٱلرِّجۡسَ أَهۡلَ ٱلۡبَيۡتِ وَيُطَهِّرَكُمۡ
تَطۡهِيرٗا ٣٣﴾ [الأحزاب: 33]

﴿ Emwe banyamuryango b’Intumwa! Ni ukuri Imana Allah Ibahanura kugira Ibeze akabi n’akabibi mu mitima yanyu, Yongere Ibasukure isuku ry’ibiboneka n’isuku ry’umushaha". (Al-Ahzaab: 33)

Hariho n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Ndabibukije ko mwotinya Imana Allah mu kwubaha no kwubahiriza agateka k'abanyamuryango banje; ndabibukije ko mwotinya Imana Allah mu kwubaha no kwubahiriza agateka k'abanyamuryango banje; ndabibukije ko mwotinya Imana Allah mu kwubaha no kwubahiriza agateka k'abanyamuryango banje". Yashikirijwe na Muslim.

## Ikibazo ca 28: Ni igiki dusabwa ku ndongozi z'abislamu?

Inyishu: Ico dusabwa ku ndongozi z'abislamu, ni ukuzubaha, ukuzumvira no kuzigamburukira mu bitari ivyaha. Dusabwa kandi kuzisabira no kuzihanura mw'ibanga, ata kuzararaza canke kuzirwanya, kiretse mu gihe twozibonako ubugarariji bweruye. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿يَـٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓا۟ أَطِيعُوا۟ ٱللَّهَ وَأَطِيعُوا۟ ٱلرَّسُولَ وَأُو۟لِى ٱلْأَمْرِ مِنكُمْ ۖ فَإِن تَنَـٰزَعْتُمْ فِى شَىْءٍ فَرُدُّوهُ إِلَى ٱللَّهِ وَٱلرَّسُولِ إِن كُنتُمْ تُؤْمِنُونَ بِٱللَّهِ وَٱلْيَوْمِ ٱلْـَٔاخِرِ ۚ ذَٰلِكَ خَيْرٌ وَأَحْسَنُ تَأْوِيلًا ۝٥٩﴾ [النساء: 59]

﴿ Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwumvire Imana Allah ntimukagabitanye; mwumvire n'Intumwa yayo (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) mu vyo ibashikirije, muheze mwumvire n'indongozi muri mwebwe (mu bidaciye kubiri n'amabwirizwa y'Imana Allah). Nimwahazana ku ngingo y'ikintu ico ari co cose, muraca mugaruka ku ngingo iri mu Gitabu c'Imana Allah n'inyigisho z'intumwa nimwaba mwemera vy'ukuri Imana Allah n'umusi w'iherezo. Ivyo, ni vyo vyiza cane kuri mwebwe (ha guhazana); ni na yo ngingo ibereye (ha kwisunga ivyiyumviro vyanyu mu gufata ingingo)﴾ . (An-Nisaa-i: 59)

## Ikibazo ca 29: Ni irihe cumbi ry'abemeramana?

Inyishu: Icumbi ry'abemeramana, ni Ubwami bw'ijuru. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿إِنَّ ٱللَّهَ يُدْخِلُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ وَعَمِلُوا۟ ٱلصَّـٰلِحَـٰتِ جَنَّـٰتٍ تَجْرِى مِن تَحْتِهَا ٱلْأَنْهَـٰرُ ۖ ۝١٢﴾ [محمد: 12]

﴿ Mu vy'ukuri, Imana Allah Izokwinjiza abemeye (Imana Allah bakemera n'Intumwa yayo)، bagakora n'ivyiza (bitegetswe)، mu mirima itotahaye (yo mu Bwami bw'ijuru)، musi y'ibiti n'inyubakwa vyabwo hatemba inzuzi...﴾ . (Muhammad: 12)

**Ikibazo ca 30: Ni irihe cumbi ry'abagarariji?**

Inyishu: Icumbi ry'abagarariji, ni umuriro. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿فَإِن لَّمۡ تَفۡعَلُواْ وَلَن تَفۡعَلُواْ فَٱتَّقُواْ ٱلنَّارَ ٱلَّتِي وَقُودُهَا ٱلنَّاسُ وَٱلۡحِجَارَةُۖ أُعِدَّتۡ لِلۡكَٰفِرِينَ ٢٤﴾ [البقرة: 24]

﴿ Nimutabigira, kandi nta n'ivyo muzoshobora, muraheza rero mwiyubare ibihano vy'umuriro udahera wa Jahannamu, muheze mwemere Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah)، maze mugamburukire Imana Allah. Ivyegenyezo vya nya muriro, ni abantu n'amabuye. Wateguriwe abagarariji﴾. (Al-Baqara: 24)

**Ikibazo ca 31: Ugutinya ni iki? Ukwizigira ni iki? Ni igiki kivyemeza?**

Inyishu: - Ugutinya, ni ukugira ubwoba ku Mana Allah mu kwiyubara ibihano vyayo.

- Ukwizigira, ni ukugira ikizigizigi co kuronka indishi, ibararirwa ku vyaha hamwe no kugirirwa impuhwe n'Imana Allah.

Ikivyemeza, ni muri Aayah aho Imana Allah Ivuga Iti:

﴿أُوْلَٰٓئِكَ ٱلَّذِينَ يَدۡعُونَ يَبۡتَغُونَ إِلَىٰ رَبِّهِمُ ٱلۡوَسِيلَةَ أَيُّهُمۡ أَقۡرَبُ وَيَرۡجُونَ رَحۡمَتَهُۥ وَيَخَافُونَ عَذَابَهُۥٓۚ إِنَّ عَذَابَ رَبِّكَ كَانَ مَحۡذُورٗا ٥٧﴾ [الإسراء: 57]

﴿ Ivyo bigirwamana musenga mutakambira mu biremwa, vyaba mu bavugishwamana, mu beranda canke mu bamalayika, birahiganwa mu gukora ivyo bishikana ku Mana yavyo Rurema Allah, bikizigira kuronka impuhwe zayo, bigatinya n'ibihano vyayo. Mu vy'ukuri ibihano vy'Imana yawe Rurema Allah, abantu barakwiye kubitinya bakavyigira kure﴾. (Al-Israa-i: 57).

Imana Allah Yaravuze kandi Iti:

﴿۞ نَبِّئۡ عِبَادِيٓ أَنِّيٓ أَنَا ٱلۡغَفُورُ ٱلرَّحِيمُ ٤٩ وَأَنَّ عَذَابِي هُوَ ٱلۡعَذَابُ ٱلۡأَلِيمُ ٥٠﴾ [الحجر: 49-50]

: ﴿Ntumwa y'Imana ! Iganira abaja banje ko mu vy'ukuri ari Jewe Nyenikigongwe- ntangere ku bigaya, Nyenimpuhwe ku batoni bayo; (49) N'uko mu vy'ukuri ibihano vyanje ari vyo bihano bibabaza (50) ﴾. (Al-Hijr: 49-50).

## Ikibazo ca 32: Dondagura amwe mu mazina n'amatazirano y'Imana Allah.

Inyishu: Amwe muri ayo mazina n'amatazirano y'Imana Allah, ni Allah, Murezi, Nyenimpuhwekubiremwa, Nyenukwumva, Nyenukubona, Nyenubumenyikurivyose, Mubeshaho, ,Nyenubugingobudashira, Nyenicubahirogisumbavyose, Ntunganemuvyikora, n'ayandi atarinze kudondagurwa..

## Ikibazo ca 33: Sigura aya mazina n'amatazirano (uhejeje kudondagura)!.

Allah: Risigura Imana Nyenugusengwa vy'ukuri n'ibiremwa ata kuyibangikanya n'ikintu na kimwe.

Murezi: Risigura Imana Rurema, Nyeninganji Igaba Ikaganza ibiremwa vyose; Mubeshaho, Rutunganirizibiremwa, Ibitunganiriza ibintu nkenerwa vyose mu buzima, ata na kimwe kibangikanije na Yo.

Nyenukwumva: Risigura ko Imana Allah Yumva ikintu ico ari co cose ku rugero rwo hejuru, Ikumva amajwi y'ibiremwa vyose mu butandukane bwavyo.

Nyenukubona: Risigura ko Imana Allah Ibona ikintu ico ari co cose, uko kingana kwose; caba kinini canke gito.

Nyenubumenyikuri vyose: Risigura ko ubumenyi bw'Imana Allah bukikuje ibintu vyose; haba muri kahise, kubu no muri kazoza.

Nyenimpuhwekubiremwavyose: Risigura ko impuhwe z'Imana Allah zikwiye ibiremwa vyose; burya ibiremwa vyose biriho ku bw'impuhwe zayo.

Mubeshaho: Risigura ko Imana Allah ari Yo nkomoko y'ibibeshejeho ibiremwa vyose; mu bantu, mu Majini no mu bindi binyabuzima vyose bigendagenda (kw'isi).

Nyenubugingobudashira: Risigura ko Imana Allah ari Uhoraho, ntipfa (kuko Yamyeho kandi izokwamaho); nayo ibiremwa vyayo vyose bizopfa bihone.

Nyenicubahirogisumbavyose: risigura ko Imana Allah ari Yo Ntungane muri vyose Itarangwa n'akanenge, Irangwa n'icubahiro nta ngere mu mazina, mu matazirano no mu vyo ikora vyose. Ntunganemuvyikora: Risigura ko ivyo Imana Allah Ikora vyose bitunganye, haba mu kurema canke mu gutanga indemo ibereye, n'uko rero ivyo Ikora vyose , Iba Ibifiseko intumbero nziza. Intumbero nziza mu vyo Imana Allah Ikora: Ni ugushira ikintu cose mu vyo Yaremye mu kibanza caco (aho kibereye) kandi gikwiranye na co.

## Ikibazo ca 34: Ni igiki dusabwa ku bamenyi b'abislamu?

Inyishu: Ico dusabwa ku bamenyi b'abislamu, ni ukubakunda, ukubitura hagize ico twobabaza, canke mu gihe hiyadukije ibintu bisaba ko amabwirizwa y'ubwislamu agira ico abivugako. Ntitukabavuge kiretse ku vyiza gusa; n'uwo wese abavuze ku bibi, aba afashe inzira mbi.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿يَـٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِذَا قِيلَ لَكُمۡ تَفَسَّحُواْ فِي ٱلۡمَجَٰلِسِ فَٱفۡسَحُواْ يَفۡسَحِ ٱللَّهُ لَكُمۡۖ وَإِذَا قِيلَ ٱنشُزُواْ فَٱنشُزُواْ يَرۡفَعِ ٱللَّهُ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ مِنكُمۡ وَٱلَّذِينَ أُوتُواْ ٱلۡعِلۡمَ دَرَجَٰتٖۚ وَٱللَّهُ بِمَا تَعۡمَلُونَ خَبِيرٞ ١١﴾ [المجادلة: 11]

﴿ Imana Allah Izoduza icubahiro (kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa) abemeramana muri mwebwe n'abahawe ubumenyi. Imana Allah, ni Yo Muhetuziwavyose, Irazi neza ivyo mukora﴾. (Al-Mujaadalah: 11)

## Ikibazo ca 35: Abatoni b'Imana Allah, ni bande?

Inyishu: Abatoni b'Imana Allah, ni abemeramana, bayigamburukira mu kwubahiriza amabwirizwa yayo.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿أَلَآ إِنَّ أَوۡلِيَآءَ ٱللَّهِ لَا خَوۡفٌ عَلَيۡهِمۡ وَلَا هُمۡ يَحۡزَنُونَ ٦٢ ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَكَانُواْ يَتَّقُونَ ٦٣﴾ [يونس: 62-63]

{Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri abatoni b'Imana Allah, nta bwoba kuri bo (bwo guhanwa), eka mbere bobo ntibazokwicwa n'intuntu (y'ivyo basize kw'isi) (62) Abemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakanashira mu ngiro ivyo Ibabwirije, bakongera bagatinya Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo ﴾(63). (Yuunus: 62-63).

## Ikibazo ca 36: Mbega ukwemera gutegerezwa kuba mu mvugo no mu ngiro?

Inyishu: Ukwemera, gutegerezwa kuba mu mvugo no mu ngiro no mu kwemanga ku mushaha. ukwemera rero, kwaturwa ku rurimi, kukemangwa ku mushaha, no mu bikorwa vy'umushaha, ibihimba na vyo bigashira mu ngiro amabwirizwa n'inkingi vy'ubwislamu. Mu nyigisho y'intumwa , inyigisho yakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah imwishimire), Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana

Allah) yavuze iti: "Ukwemera, kugizwe n'imice mirongo indwi n'iyirenga, canke imice mirongo itandatu n'iyirenga, umuce uhambaye cane muri yo, ni ijambo" LAA ILAAHA ILLA LLAAHU" (ukwemera ko ata mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah); umuce wa nyuma muri yo na wo, ni ugukura mu nzira ibibangamira abantu barengana. Burya no kugira isoni, ni umuce umwe mu mice y'ukwemera". Yashikirijwe na Muslim.

### Ikibazo ca 37: Mbega burya ukwemera, kuriyongera kukanatubanuka?

Inyishu: Ego cane. Ukwemera kwongerezwa n'iyumviramana, kugatubanurwa no gukora ivyaha.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿إِنَّمَا ٱلْمُؤْمِنُونَ ٱلَّذِينَ إِذَا ذُكِرَ ٱللَّهُ وَجِلَتْ قُلُوبُهُمْ وَإِذَا تُلِيَتْ عَلَيْهِمْ ءَايَٰتُهُۥ زَادَتْهُمْ إِيمَٰنًا وَعَلَىٰ رَبِّهِمْ يَتَوَكَّلُونَ ۝٢﴾ [الأنفال: 2]

﴿ Ni ukuri, abemeramana vy'ukuri, ni barya iyo havuzwe Imana Allah, imitima yabo ihinda agashitsi; iyo naho basomewe Aayah zayo ziri muri Qor'ani, zibongerereza ukwemera (ku kwemera basanganwe)، kandi bishimikiza Imana yabo Rurema Allah bakayizera﴾ . (Al-Anfaal: 2).

### Ikibazo ca 38: Ubugwaneza, ni iki?

Inyishu: Ubugwaneza, ni ukwiyegereza Imana Allah mu vyo ukora vyose no kuyisenga nk'aho woba uyibona ukuri kwamye; ukamenya ko n'aho wewe utayibona, ariko Yoyo Ikubona..

### Ikibazo ca 39: Ni ryari ibikorwa vyemerwa n'Imana Allah?

Inyishu: Ibikorwa vyemerwa n'Imana Allah mu gihe hubahirijwe ibisabwa bibiri:

1. Iyo nya bikorwa vyakozwe ku bw'Imana Allah, ata kwiyerekana kurimwo.

2. Iyo vyakozwe hakurikijwe inyigisho n'imigenzo vy'intumwa.

### Ikibazo ca 40: Ukwishimikiza Imana Allah mu kuyizera, bisigura iki?

Inyishu: Ukwishimikiza Imana Allah mu kuyizera, bisigura ukwizera Imana Allah mu gihe co kurondera ivyokugirira akamaro no mu gihe co kwikingira ivyokugirira nabi mu buzima, ugaheza ugakora ibisabwa muri ukwo kurondera no muri ukwo kwikingira (bidaciye kubiri n'amabwirizwa yayo).

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَمَن يَتَوَكَّلۡ عَلَى ٱللَّهِ فَهُوَ حَسۡبُهُۥٓ ٣﴾ [الطلاق: 3]

﴿ Uwishimikije Imana Allah akayizera, Iramurwanako…﴾ . (Al-Twalaaq: 3).

Kumurwanako, ni ukuba ari Yo Ikwiye kumushikana ku co yipfuza.

### Ikibazo ca 41: Mbega hasabwa iki mu kubwiriza gukora ivyiza no mu kubuza gukora ibibi?

Inyishu: Ukubwiriza gukora ivyiza, ni ukurarikira abantu kwumvira Imana Allah. Nayo ukubuza gukora ibibi, ni uguhanura abantu kudakora ivyaha (kudacumurira Imana Allah).

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿كُنتُمۡ خَيۡرَ أُمَّةٍ أُخۡرِجَتۡ لِلنَّاسِ تَأۡمُرُونَ بِٱلۡمَعۡرُوفِ وَتَنۡهَوۡنَ عَنِ ٱلۡمُنكَرِ وَتُؤۡمِنُونَ بِٱللَّهِۗ وَلَوۡ ءَامَنَ أَهۡلُ ٱلۡكِتَٰبِ لَكَانَ خَيۡرٗا لَّهُمۚ مِّنۡهُمُ ٱلۡمُؤۡمِنُونَ وَأَكۡثَرُهُمُ ٱلۡفَٰسِقُونَ ١١٠﴾ [آل عمران: 110]

﴿ Bantu mwakurikiye Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah!)! Ni mwebwe abeza b'abantu (mukaba na ba kirumara ku bantu); mubwiriza gukora ivyiza (vy'ubwoko bwose) mukabuza no gukora ibibi (vy'ubwoko bwose), mukanemera Imana Allah (ukwemera kubonekera mu bikorwa)﴾. (Aali Imraani: 110).

### Ikibazo ca 42: Mbega "Ahlu ssunna wal-Jamaa'a" (Abiyunze bakaba n'abagenderakanga imico n'imigenzo vy'Intumwa), ni ba nde?

Inyishu: Ahlu ssunna wal-Jamaa'a, ni abagenderakaranga, bisunga inyigisho, imico n'imigenzo vy'intumwa, bakama bitwararika kwigenza nk'uko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yigenza, we hamwe n'ingendanyi zayo, mu kuntu bavuga, mu kuntu bakora no mu kuntu bemanga mu kwemera.

Biswe rero "Ahlu ssunna", kuko bagendera akaranga, imico n'imigenzo vy'Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), bakanavavanura n'vyadukano iyo bizanana hose.

Biswe "Al-Jamaa'a" ( Abiyunze) , kuko bama na ntaryo bashize hamwe, bafatanye mu nda mu guharanira ukuri, ntibigera bacanamwo. Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Mu vy'ukuri, Bene Israyeli bariciyemwo imigwi mw'idini, ishika kuri mirongo indwi n'ibiri, abantu narungitsweko na bo nyene, bazokwicamwo imigwi mw'idini, ishika kuri mirongo indwi n'itatu, yose izoja mu muriro udahera, kiretse umugwi umwe gusa muri yo". Ingendanyi zica zirayibaza ziti: "Ewe Ntumwa y'Imana! Uwo mugwi utazoja mu muriro, ni uwuhe?" Intumwa ica yishura iti: "Ni umugwi uzogendera ivyo jewe hamwe n'ingendanyi zanje, dukora"". Yashikirijwe na AAl-Tirmidhiy.

*******

## Ikigabane c'inyigisho zerekeye umubano mwiza no gutunganya amasengesho UBUMENYI BUJANYE N'UMUBANO MWIZA N'ITUNGANYA RY'AMASENGESHO "AL-FIQ-HU": Ijambo "Fiq-hu", risigura ubumenyi bw'ingingo zijanye n'amabwirizwa y'ibisabwa gushirwa mu ngiro mu bwislamu; nko gutunganya isuku ryo kwihumanura (n'iryo gusenga), gusenga, gutanga ishikanwa-bwirizwa, kwipfunga, gushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka , guharanira idini ry'Imana Allah, n'ibindi mu mabwiriza yo gushira mu ngiro.

### Ikibazo ca 1: Tanga indangurakintu y'ijambo "Twahaara".?

Inyishu: Ijambo "Twahaara", risigura ugutunganya isuku ryo kwihumanura umubiri no gukura ibihumanya . Ni ukuvuga ni ugukura birya vyose bibuza umuntu gusenga (mu gihe atabigiriye isuku risabwa). Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Urupfunguruzo rurekurira umuntu gusenga, ni itunganya ry'isuku ryo kwihumanura". Yashikirijwe na Abu Dawudi.

Isuku ry'ibihumanya: ni umwislamu gukura mu gusukura ahagiye ibihumanya ku mubiri wiwe, canke ku mpuzu ziwe, canke gusukura ahantu ashaka gusengera.

Isuku ryo ry'umubiri uhumanye (Isuku rikuru n'isuku rito): Ni rirya suku risaba ko umuntu atunganya isuku ryo gusenga (atawaza) , canke akiyuhagira hakoreshejwe amazi canke ivu mu gihe ataronse amazi canke adashoboye kuyakoresha.

### Ikibazo ca 2: Ni gute icagiyeko ibihumanya gisukurwa?

Inyishu: Isuku ry'icagiyeko ibihumanya, rigirwa hakoreshejwe amazi, maze umuntu akavyoza gushika gisukuke (kigaca).

Nayo ikintu carigaswe n'imbwa, kiraheza kikozwa incuro indwi (7), ku ncuro ya mbere hagakoreshwa ivu. Mu nyigisho y'intumwa yakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire), Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Isukurwa

ry'igikoresho c'umwe muri mwebwe, mu gihe corigatwa n'imbwa , ni uko yocoza n'amazi incuro indwi (7), ku ya mbere muri zo, agakoresha ivu". Yashikirijwe na Muslim..

### Ikibazo ca 3:Ni ibihe vyiza vyo gutunganya isuku ryo gusenga?

Inyishu: Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze ati: "Iyo umwislamu (canke umwemeramana) atunganije isuku ryo gusenga, maze akoza mu maso, amazi yogesheje ahungurukana n'ibicumuro vyose yakoze akoresheje amaso yiwe (canke bigahungurukana n'ima rya nyuma); iyo yogeje amaboko yiwe, amazi yogesheje ahungurukana n'ibicumuro vyose yakoze akoresheje amaboko yiwe (canke bigahungurukana n'ima rya nyuma); iyo yogeje amaguru yiwe, amazi yogesheje ahungurukana n'ibicumuro yakoze akoresheje amaguru yiwe (canke bigahungurukana n'ima rya nyuma), gushika y'aho ava mu bicumuro yejejwe, akeye". Yashikirijwe na Muslim.

### Ikibazo ca 4: Ni gute umuntu atunganya isuku ryo gusenga ?

Inyishu: Mu gutunganya isuku ryo gusenga, umuntu arabanza akoza ibiganza vyiwe bibiri incuro zitatu.

Akiyugumura, agashikana amazi mu mazuru agaheza akayapfuna, incuro zitatu.

Ukwiyugumura, ni ugushira amazi mu kanwa hanyuma ukayacira.

Ugushikana amazi mu mazuru, ni ukuyakwega agashika mu zuru hakoreshejwe ikiganza c'ukuryo.

Ukuyapfuna, ni ugusohora nya mazi yashikanye mu mazuru nk'uwupfuna hakoreshejwe ukubamfu.

Hanyuma akoza mu maso, incuro zitatu .

Hanyuma akoza amaboko yompi kugera haruguru y'inkokora, incuro zitatu .

Hanyuma agahanagura ku mutwe akoresheje ibiganza vyompi, ahereye ku masoso ajana inyuma, akongera akabigarura kandi ku masoso, maze akagirako ahanagura n'amatwi yompi.

Hanyuma akoza ibirenge kugera haruguru y'amaso y'ibirenge, incuro zitatu .

Ubu, ni bwo buryo butunganye bw'isuku ryo gusenga. Ni uko rero biri mu nyigisho z'intumwa, inyigisho zakiriwe na Uthmani na Abdillahi mwene Zaidi n'abandi ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) zashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim. Vyaranakiriwe kandi mu gitabu ca Al-Bukhaariy ko Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) "Yigeze gutunganya isuku ryo gusenga, maze yoza ibihimba incuro imwimwe. Yarigeze no gutunganya isuku ryo gusenga, maze yoza ibihimba incuro zibirizibiri". Ivyo bisigura ko yoza igihimba kimwekimwe incuro imwe canke incuro zibiri.

### Ikibazo ca 5: Ni ibihe bintu bitegetswe mu gutunganya isuku ryo gusenga? Ni bingahe?

Inyishu: Ibintu bitegetswe mu gutunganya isuku ryo gusenga, ni birya iyo habuzemwo ikintu na kimwe muri vyo, isuku ryo gusenga ridatungana. Bikaba ari ibi bikurikira:

1. Ukwoza mu maso harimwo no kwiyugumura no gushikana amazi mu mazuru.

2. Ukwoza amaboko gushika haruguru y'inkokora.

3. Uguhanagura ku mutwe hamwe n'amatwi.

4. Ukwoza ibirenge gushika haruguru y'amaso y'ibirenge.

5. Ugutondeka mu kwoza ibihimba, maze ugatangura kwoza mu maso, hanyuma ukoza amaboko, hanyuma ugahanagura ku mutwe, hanyuma rero ukoza ibirenge. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿يَـٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِذَا قُمۡتُمۡ إِلَى ٱلصَّلَوٰةِ فَٱغۡسِلُواْ وُجُوهَكُمۡ وَأَيۡدِيَكُمۡ إِلَى ٱلۡمَرَافِقِ وَٱمۡسَحُواْ بِرُءُوسِكُمۡ وَأَرۡجُلَكُمۡ إِلَى ٱلۡكَعۡبَيۡنِۚ ٦﴾ [المائدة: 6]

"Bemeramana! Igihe mushatse guhaguruka muja gusenga mudakwije isuku ryo gusenga, muraheza mutunganye isuku ryo gusenga, maze mwoze mu maso no ku maboko yanyu kugera haruguru y'inkokora, muhanagure ku mutwe, mushoke mwoza amaguru yanyu kugera haruguru y'ijisho ry'ikirenge" (Al-Maa-ida: 6).

Muvâlât: Abdest azalarını ara vermeksizin biri kurumadan diğerini yıkayarak abdest almaktır.

6.Ukwungikanya:Ni ugukurikiranya mu kwoza ivyo bihimba ata mwanya uciye hagati. Ni ukwoza igihimba ku kindi ku buryo utokwoza ikindi gihimba ikindi camaze kwumuka.

- Akarorero, ni nko mu gihe umuntu yocira hagati itunganywa ry'isuku ryo gusenga, akaza guheraheza mu nyuma. Muri ico gihe, itunganywa ry'isuku ryo gusenga nk'iryo, ntiryemerwa. Ivyo biri ukwo, kuko hari inyigisho y'intumwa ivuga ko: "Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yabonye umuntu ariko arasenga, arabukwa ahantu hangana n'ikingorongoro hatageze amazi ku gitsintsiri ca nya muntu, maze Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) aca amubwiriza ko asubiramwo gutunganya isuku ryo gusenga hamwe n'isengesho". Yashikirijwe na Abu Dawudi

## Ikibazo ca 6:Ni iyihe migenzo y'intumwa mu gutunganya isuku ryo gusenga? Ni ingahe?

Inyishu: Imigenzo y'intumwa mu gutunganya isuku ryo gusenga: Ni birya bintu iyo umuntu avyubahirije abihemberwa; abiretse naho ntabihanirwe, n'itunganywa ry'isuku ryiwe ryo gusenga rikemerwa. Na vyo, ni ibi bikurikira:

1. Ukuvuga mu gihe umuntu atanguye ati: "BISMI LLAAH". Ico cemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Nta tunganywa ry'isuku ryo gusenga ryemerwa, ku wutavuze "BISMI LLAAH", mu gihe atanguye gutunganya isuku ryo gusenga. Yashikirijwe na Abu Dawudi. 2. Ukwiyugumura ukoresheje umujigiti. Ico cemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Iyo ntagira impungenge ko nohava ndemereza

abantu banje narungitsweko, nari kubabwiriza ko biyugumura bakoresheje umujigiti mu gihe cose bashatse gutunganya isuku ryo gusenga". Yashikirijwe na Ahmad.

2. Ukwoza ibiganza bibiri.

3. Ugushikana neza amazi mu myanya y'intoke no mu myanya y'amano. Ico cemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Tunganya neza isuku ryo gusenga, maze ushikane neza amazi mu myanya y'intoke no mu myanya y'amano; ushikane neza amazi no mu mazuru kiretse mu gihe woba wipfunze". (Yashikirijwe n'abamenyi b'inyigisho n'imigenzo vy'intumwa).

4. Ukwoza ibihimba incuro igira kabiri n'iyigira gatatu.

5. Uguhera ku bihimba vy'iburyo (mu gihe co gutunganya isuku ryo gusenga). Ico cemezwa n'inyigisho y'intumwa yakiriwe n'umuvyeyi w'abemeramana Aisha (Imana Allah Imwishimire), aho yavuze ati: "Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yarakunda guhera iburyo mu kwambara ibirato, mu gusokoza, mu gutunganya isuku, no mu gihe co gutunganya ibintu vyiwe vyose". (Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim).

6. Itazira n'ininahazamana inyuma yo gutunganya isuku ryo gusenga. Na ryo ni: "ASH-HADU ALLAA ILAAHA ILLA LLAAH, WAH-DAHU LAA SHARIIKA LAHU, WA-ASH-HADU ANNA MUHAMMADAN ABDUHU WARASUULUH". (Ndemanze ku mutima wanje, ndatuye n'ururimi rwanje, ko ata mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah, Yonyene Itabangikanijwe n'ikintu na kimwe mu biremwa, kandi ndemanze ku mutima wanje, ndatuye n'ururimi rwanje, ko Muhamadi ari Umuja akaba n'Intumwa yayo).

7. Ugusenga ivyunamo bibiri inyuma yo gutunganya isuku ryo gusenga. Ico cemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Uwo wese atunganije isuku ryo gusenga nk'ukwu ndabigenjeje, hanyuma agasenga ivyunamo bibiri, umutima wiwe uri mu nda, ababarirwa ivyaha vyiwe yakoze". (Yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim)

### Ikibazo ca 7: Ivyonona isuku ryo gusenga, ni ibihe?

Inyishu: Ivyonona isuku ryo gusenga:

1. Ikintu ico ari co cose gisohotse kizananye mu bwambure bw'imbere canke ubw'inyuma; nk'amasobwe, canke amazirantoke, canke umusuzi;

2. Ugusinzira, canke ugukeherwa n'ubwenge, canke ukugwa igihumura. Ivyo vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Ugukanura, ni umuzana uboshe inyo. Kubera ivyo rero, uwo wese asinziriye, niyamara kwikangura araheza atunganye isuku ryo gusenga". (Yashikirijwe na Abu Dawudi na Ibnu Maajah).

3. Ugufungura inyama y'ingamiya. Hari umuntu yigeze kubaza Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), ati: "Mbega ntegerezwa gutunganya isuku ryo gusenga mu nyuma yo gufungura inyama y'ingamiya?"; aca amwishura ati: "Egome !". (Yashikirijwe na Muslim).

4. Ugukora ku bwambure bw'imbere canke bw'inyuma ata kintu kiri hagati y'intoke n'ivyo bihimba (ata gikingiriye). Ivyo vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti : "Uwo wese akoze ku bwambure bwiwe, araheza atunganye isuku ryo gusenga". (Yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhiy, n'abandi).

### Ikibazo ca 8: Mbega ijambo "Tayammum" risigura iki?

Inyishu: Ijambo "Tayammumu" (Ugutayamamu), ni ugukoresha ivu canke ikindi kintu kigizwe n'ivu mu gutunganya isuku, mu gihe c'ibura ry'amazi canke mu gihe umuntu adashoboye kuyakoresha. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿فَلَمۡ تَجِدُواْ مَآءٗ فَتَيَمَّمُواْ صَعِيدٗا طَيِّبٗا فَٱمۡسَحُواْ بِوُجُوهِكُمۡ وَأَيۡدِيكُمۡۗ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَفُوًّا غَفُورًا ٤٣﴾ [النساء: 43]

""hanyuma mukabura amazi yo kwiyuhagira, (canke mugatinya ingaruka yo kuyiyuhagiza), muri ico gihe rero, murashoka mukoresha ivu ryiza mu kwihumanura, maze mukubite ibiganza kuri nya vu, muheze mubihanaguze mu maso no ku maboko yanyu. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Nyenuguhariribicumuro, Nyenimbabazi-ntangere". (An-Nisaa-i: 43).

### Ikibazo ca9: Kwihumanuza ivu (Ugutayamamu) bikorwa gute?

Inyishu: Ukubita rimwe ibiganza kw'ivu, hanyuma ugaca ubihanaguza mu maso incuro imwe gusa. Ukwo, ni ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yabwiye Ammaari mwene Yaasir (Imana Allah Imwishimire), ati: "Ni ukuri, vyari bikwiye ko ugira ukwu". Maze Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) aca akubita ibiganza vyiwe maze abikoza kw'ivu, araheza arahuha, hanyuma aca abihanaguza mu maso hamwe no ku biganza vyiwe. (Yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim).

### Ikibazo ca 10: Ivyonona ukwisukuza ivu (Tayammum), ni ibihe?

Inyishu: Ukwisukuza ivu, kwononwa na birya vyonona itunganywa ry'isuku ryo gusenga hakoreshejwe amazi;

hamwe rero n'iyo habonetse amazi (canke mu gihe umuntu ashoboye kuyakoresha)..

### Ikibazo ca 11: Mbega "khuffu" na "jawrabu", ni ibiki? Mbega biremewe ko bihanagurwako?

Inyishu: "khuffu", ni kirya cose umuntu yambara ku maguru, gihinguwe mu rusato (rw'ikintu kirekuwe gufungurwa).

"Jawrabu", ni kirya cose umuntu yambara ku maguru, gihinguwe mu kindi kintu atari urusato.

Birarekuwe rero (mu gihe co gutunganya isuku ryo gusenga), gusiga kuri khuffu canke kuri jawrabu mu gishingo co kwoza ibirenge. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Al-Mughiira mwene Shu'ba, aho avuga ko: Mu vy'ukuri ,Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yarigeze gutunganya isuku ryo gusenga, maze ahanagura kuri jawrabu yari yambaye. (Yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhiy n'abandi). Hari n'iyindi nyigisho y'intumwa yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim, ivuga iti: "... Maze aratunganya isuku ryo gusenga, araheza ahanagura kuri khuffu yari yambaye".

## Ikibazo ca 12: Ni iyihe ntumbero iri mu guhanagura kuri khuffu?.

Inyishu: Uguhanagura kuri khuffu, birekuwe mu ntumbero yo kworohereza abantu, na canecane mu rushana mu gihe haba hariho imbeho n'igikonyozi bidasanzwe; no mu gihe umuntu ari ku rugendo bikaba bitamworohera gukura ivyo yambaye ku maguru. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿شَهۡرُ رَمَضَانَ ٱلَّذِيٓ أُنزِلَ فِيهِ ٱلۡقُرۡءَانُ هُدٗى لِّلنَّاسِ وَبَيِّنَٰتٖ مِّنَ ٱلۡهُدَىٰ وَٱلۡفُرۡقَانِۚ فَمَن شَهِدَ مِنكُمُ ٱلشَّهۡرَ فَلۡيَصُمۡهُۖ وَمَن كَانَ مَرِيضًا أَوۡ عَلَىٰ سَفَرٖ فَعِدَّةٞ مِّنۡ أَيَّامٍ أُخَرَۗ يُرِيدُ ٱللَّهُ بِكُمُ ٱلۡيُسۡرَ وَلَا يُرِيدُ بِكُمُ ٱلۡعُسۡرَ وَلِتُكۡمِلُواْ ٱلۡعِدَّةَ وَلِتُكَبِّرُواْ ٱللَّهَ عَلَىٰ مَا هَدَىٰكُمۡ وَلَعَلَّكُمۡ تَشۡكُرُونَ ١٨٥﴾ [البقرة: 185]

"Imana Allah Ibashakira ukworoherwa (mu gushira mu ngiro amabwirizwa yayo), eka mbere ntishaka ko mworemerwa...". (Al-Baqara : 185).

## Ikibazo ca 13: Ni ibiki bisabwa kugira ngo uguhanagura kuri khuffu, kwemerwe?

Inyishu:

1. Ukwambara khuffu ubanje gutunganya isuku ryo gusenga. Ivyo vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Al-Mughiira

(Imana Allah Imwishimire), yavuze ati: "Nari kumwe n'Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) ku rugendo, maze ndunama kugira ngo nkure khuffu yari yambaye ku maguru, aca ambwira ati: "Reka (kuzinkura), kuko mu vy'ukuri nazambaye nari natunganije isuku ryo gusenga (ibirenge bisukuye); araheza aca arazihanagurako". (Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim).

2. Kuba khuffu zari zisukuye; kuko ntibirekuwe (mu gihe co gutunganya isuku ryo gusenga) guhanagura ku kintu gihumanye (Najisi).

3. Kuba khuffu ipfuka neza ahategerezwa kwozwa ku birenge mu gihe co gutunganya isuku ryo gusenga.

4. Kuba uguhanagura kuri khuffu, kwagizwe mu kiringo kirekuwe; ku musangwa, ni ikiringo c'umurango n'ijoro rimwe; nayo ku wuri ku rugendo, ni ikiringo c'imirango itatu n'amajoro yayo. Ivyo vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Ali (Imana Allah imwishimire), aho yavuze ko: Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yageneye uwuri ku rugendo uguhanagura kuri khuffu mu kiringo c'imirango itatu n'amajoro yayo; igenera umusangwa ikiringo c'umurango n'ijoro rimwe. ( Yashikirijwe na Muslim ).

### Ikibazo ca 14: Uguhanagura kuri khuffu, bigirwa gute?

Inyishu: uguhanagura kuri khuffu, ni uguhanaguza intoke zibomvye, maze umuntu agashira intoke ku mano, hanyuma agahanagura ajana amaja ku murundi. Ikirenge c'iburyo, agihanaguza intoke z'ikiganza c'ukuryo, ic'ibubamfu na co akagihanaguza intoke z'ikiganza c'ukubamfu, agaheza rero agahanagura khuffu intoke ziwe zitanye kandi ata kwisubiriza mu guhanagura.

### Ikibazo ca 15: Ni ibiki vyonona isuku ryo guhanagura kuri khuffu?

Inyishu:

1. Ukurangira kw'ikiringo umuntu arekuriwemwo kuzihanagurako: ikiringo c'umurango n'ijoro rimwe ku musangwa; n'ikiringo c'imirango itatu n'amajoro yayo ku wuri ku rugendo.

2. Ugukura khuffu zompi canke imwe. Iyo umuntu akuye khuffu zompi canke imwe muri zo inyuma y'aho yari yazihanaguyeko, isuku ryo kuzihanagurako riba ryononekaye. Ikibazo ca 16: Ni ibihe vyiza vy'isengesho? Inyishu: Hari inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Abu Hurayra, ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Mubona gute, mu gihe imbere y'umuryango w'umwe muri mwebwe hoba hari umugezi yiyuhagiramwo ku musi incuro zitanu, hari ubuhoma yosigarana ku mubiri?". Ingendanyi zayishuye ziti: "Haba namba! Nta buhoma yosigarana ku mubiri". Iraheza ica ivuga iti: "Ni nk'ukwo nyene rero, akarorero k'amasengesho atanu asengwa buri musi, Imana Allah Iraheza Ikayahanaguza ibicumuro"". (Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim) Ijambo "daran", risigura ubuhoma..

### Ikibazo ca 16: Mbega ijambo "swalaat", risigura iki?

Inyishu: Ijambo "swalaat" isengesho, risigura ukwiyegereza ku Mana Allah hakoreshejwe amajambo n'imigirwa vyagenewe ukwo kuyiyegereza, gutangurwa n'ikuzamana ruzaririza "ALLAAHU AKBAR", kugasozerwa n'indamutso "ASSALAAMU ALAYKUM".

### Ikibazo ca 17: Ugusenga kugengwa n'ibwirizwa irihe?

Inyishu: Ugusenga, ni ibwirizwa "faradhi" ryega umwislamu uwo ari we wese, ku gatwe kiwe.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿إِنَّ ٱلصَّلَوٰةَ كَانَتۡ عَلَى ٱلۡمُؤۡمِنِينَ كِتَٰبٗا مَّوۡقُوتٗا١٠٣﴾ [النساء: 103]

Mu vy'ukuri, isengesho ku bemeramana ryamye ritegetswe gusengwa ku mwanya ryagenewe;" (An-Nisaa-i: 103).

### Ikibazo ca 18:Ni iyihe ngingo yo kureka gusenga?

Inyishu: Ukureka gusenga, ni igarariza. Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Isezerano ridutandukanya twebwe n'abagarariji, ni isengesho. uwo wese rero, aretse gusenga, ni ukuri aba agararije". (Yashikirijwe na Ahmad na Al-Tirmidhiy, n'abandi).

**Ikibazo ca 19: Umwislamu abwirijwe gusenga kangahe ku musi? Isengesho rimwerimwe, rifise igitigiri c'ivyunamo bingahe?**

Inyishu: Umwislamu abwirizwa gusenga gatanu ku musi: isengesho ryo mu mutwenzi, rigizwe n'ivyunamo bibiri; isengesho ryo ku musase, rigizwe n'ivyunamo bine; isengesho ryo ku muhingamo, rigizwe n'ivyunamo bine; isengesho ryo ku kirengazuba, rigizwe n'ivyunamo bitatu; hamwe rero n'isengesho ryo ku mugoroba, rigizwe n'ivyunamo bine.

**Ikibazo ca 20: Ni ibiki bisabwa kugira isengesho ryemerwe?**

Inyishu:

1. Kuba uwusenga, ari umwislamu. Isengesho ry'umugarariji ntiryemerwa kuko ibangikanyamana rituma ibikorwa vyiwe, biba impfagusa. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَلَقَدۡ أُوحِيَ إِلَيۡكَ وَإِلَى ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِكَ لَئِنۡ أَشۡرَكۡتَ لَيَحۡبَطَنَّ عَمَلُكَ وَلَتَكُونَنَّ مِنَ ٱلۡخَٰسِرِينَ ٦٥﴾ [الزمر: 65]

"Ntumwa y'Imana! Ni ukuri, wahishuriwe n'Imana Allah nk'uko Intumwa zo hambere yawe zahishuriwe; ko niwaramuka uhirahiye ukabangikanya Imana Allah n'ibiremwa, ibikorwa vyawe vyose bizocika impfagusa…". (Al-Zumar: 65).

2 Kuba uwusenga afise ubwenge bukwiye. Isengesho ry'umukehabwenge, ntiryemerwa.

3. Kuba uwusenga ashoboye gutandukanya icatsi n'ururo. Isengesho ry'umwana akiri muto atarashobora gutandukanya ikibi n'iciza, ntiryemerwa. Ikivyemeza, ni inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Ikaramu yandika ivyiza canke ibibi, ntiyandikira abantu batatu: uwusinziriye gushika yikanguye; umwana akiri muto gushika akure; umukehabwenge gushika agire ubwenge canke arabuke". (Yashikirijwe n'abamenyi b'inyigisho n'imigenzo vy'intumwa).

4. Ukuzirikana: Hari inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Mu vy'ukuri, ibikorwa vyose vyakirwa hisunzwe umuzirikanyi, umuntu yabikoranye; kandi mu vy'ukuri umuntu wese arafise ico aba yazirikanye". (Yashikirijwe na Al-Bukhaariy).

5. Kuba umwanya wo gusenga wageze. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَمَن يَعۡمَلۡ سُوٓءًا أَوۡ يَظۡلِمۡ نَفۡسَهُۥ ثُمَّ يَسۡتَغۡفِرِ ٱللَّهَ يَجِدِ ٱللَّهَ غَفُورٗا رَّحِيمٗا ١١٠﴾ [النساء: 110]

"Mu vy'ukuri, isengesho ku bemeramana ryamye ritegetswe gusengwa ku mwanya ryagenewe". (An-Nisaa-i: 103).

6. Ugutunganya isuku ry'umubiri uhumanye (Kwihumanura); ryaba isuku rikuru canke rito ry'umubiri uhumanye. Hari inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Imana Allah ntiyemera isengesho ry'umuntu ahumanye umubiri, kiretse abanje kwihumanura mu gutunganya isuku ryo gusenga". (Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim)..

7. Ugutunganya isuku ry'ibihumanya. Ivyo vyemezwa na Aayah, aho Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَثِيَابَكَ فَطَهِّرۡ ٤﴾ [المدثر: 4]

Sukura n'impuzu zawe ibihumanya, kuko isuku ry'ibiboneka riranga isuku ry'umushaha n'ibitaboneka". (Al-Muddathir: 4).

8. Ugupfuka ubwambure. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿۞ يَٰبَنِيٓ ءَادَمَ خُذُواْ زِينَتَكُمۡ عِندَ كُلِّ مَسۡجِدٖ وَكُلُواْ وَٱشۡرَبُواْ وَلَا تُسۡرِفُوٓاْۚ إِنَّهُۥ لَا يُحِبُّ ٱلۡمُسۡرِفِينَ ٣١﴾ [الأعراف: 31]

"Emwe Bene Adamu! Igihe cose muzoshaka gusenga, murambara inyambarwa zibakwiye, zisukuye, mushaze...". (Al-A'raaf: 31)

9. Ugutumbera ubutumbero bwo gusenga (kibla). Imana Allah Yavuze Iti:

﴿فَوَلِّ وَجۡهَكَ شَطۡرَ ٱلۡمَسۡجِدِ ٱلۡحَرَامِۚ وَحَيۡثُ مَا كُنتُمۡ فَوَلُّواْ وُجُوهَكُمۡ شَطۡرَهُۥۗ ١٤٤﴾ [البقرة: 144]

"Kuva ubu rero, tumbera amaja i Makka, ahari umusigiti mutagatifu; n'aho muzoba muri hose kw'isi, muratumbera aho nyene mu gusenga". (Al-Baqara: 144).

### Ikibazo ca 21: Inkingi z'isengesho, ni izihe?

Inyishu: Inkingi z'isengesho, ni icumi na zine (14). Na zo, ni izi zikurikira:

1. Ugusenga uhagaze mw'isengesho-bwirizwa, ku wubishoboye. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Amraani mwene Huswayni (Imana Allah imwishimire) ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), aho yavuze iti: "Senga uhagaze; nutabishobora, urasenga wicaye ; bitagushobokeye naho, uraheza usenge uryamiye urubavu". (Yashikirijwe na Al-Bukhaariy).

2. Ikuzamana ruziririza (riziririza ibitajanye n'isengesho mu gihe co gusenga), mu kuvuga uti: "ALLAAHU AKBAR". Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, ivuga iti: "Niwahaguruka kugira ngo usenge, urabanza ukuze Imana Allah (uvuge) uti: "ALLAAHU AKBAR"". (Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim).

3. Ugusoma igisomwa c'Intango "Al-Faatiha". Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Isengesho ry'umuntu adasomye igisomwa c'Intango

(Al-Faatiha), ntiryakirwa". (Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim).

4. Ukwunama, maze umuntu akagorora umugongo ukaringanira n'umutwe.

5. Ukwunamuka.

6. Kugororoka neza umaze kwunamuka. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Hanyuma wuname uheze uturure mu gihe wunamye, hanyuma wunamuke uheze ugororoke neza mu gihe uhagaze". (Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim).

7. Ukwubama ku bihimba indwi: agahanga, izuru, ibiganza (bibiri), amavi (abiri), hamwe rero n'imitwe y'amano.

8. ukwubamuka.

9. Ukwicara hagati y'ukwubama ubwa mbere n'ubugira kabiri. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Hanyuma uheze wubame maze uturure mu gihe wubamye; hanyuma wubamuke maze uturure mu gihe wicaye (umaze wubamuka)". Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim. Biri mu migenzo y'intumwa ,ko umuntu yicara ku kuguru kw'ukubamfu, hanyuma agashinga ku mano ukuguru kw'ukuryo agutumbereje mu butumbero bwo gusenga. Ivyo vyemezwa n'inyigisho yakiriwe n'umuvyeyi w'abemeramana Aisha (Imana Allah imwishimire) aho avuga ati: "Intumwa y'Imana mu gihe iriko irasenga, yahora yicara ku kuguru kwayo kw'ukubamfu, maze igashinga ikirenge c'ukuguru kw'ukuryo". Yashikirijwe na Muslim.

10. Uguturura mu gihe co gutunganya inkingi zishingiye ku migirwa.

11. Ukwemanga gusozera isengesho. Vyemezwa n'inyigisho yakiriwe na mwene Masudi (Imana Allah imwishimire), aho avuga ati: "Imbere yuko dutegekwa gusoma "ATTAHIYYAATU LILLAAHI...", twahora tuvuga duti: "ASSALAAMU ALA LLAAH, ASSALAAMU ALA JIBRIIL WAMIKAA-IIL"; Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) ica ivuga iti: "Ntimube muvuga uku n'uku, ariko ba

muvuga muti: "ATTAHIYYAATU LILLAAHI..."'". Yashikirijwe na Al-Nasaa-iy, ikaba iri mu gitabu swahiihi ca Al-Bukhaariy n'ica Muslim.

12. Ukwicara mu gihe co kwemanga kw'ugusozera

13. Ukuramutsa iburyo n'ibubamfu, umuntu akavuga ati: "ASSALAAMU ALAYKUM WARAHMATU LLAAH". (Nimugire amahoro n'impuhwe z'Imana Allah. Nimugire amahoro n'impuhwe z'Imana Allah). Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga ko Intumwa y'imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah): "Mu vy'ukuri yahora mu gihe isozereye isengesho, iramutsa iburyo n'ibubamfu, maze ikavuga iti: "ASSALAAMU ALAYKUM WARAHMATU LLAAH. ASSALAAMU ALAYKUM WARAHMATU LLAAH"" Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy, n'abandi.

14. Ugutondeka izo nkingi nk'uko twazidondaguye aho hejuru: Mu gihe rero umuntu yokwubama imbere yuko yunama, akabigira ku bigirankana, isengesho ryiwe rironэnekara; abigize ku kwibagira naho, abwirizwa gusubira kubanza kwunama, hanyuma akubama..

### Ikibazo ca 22: Ibitegetswe mw'isengesho, ni ibihe?

Inyishu: Ibitegetswe mw'isengesho, ni ibintu umunani , na vyo bikaba ari ibi bikurikira:

1. Ikuzamana zose mu kuvuga uti: "ALLAAHU AKBAR", havuyemwo ikuzamana ruzíririza (iryo na ryo rikavugwa mu ntango y'isengesho).

2. Ukuvuga ijambo "SAMI'A LLAAHU LIMAN HAMIDAH" (Imana Allah yamaze kwumva uwuyishimagiza). Iryo jambo rivugwa n'uwusengesha abandi hamwe n'uwisengana.

3. Ukuvuga ijambo "RABBANAA WALAKA L-HAMDU" (Mana yacu Rurema Allah! Ni Wewe Nyenugushimagizwa)

4. Ukuvuga ijambo "SUB-HAANA RABBIYA L'ADHWIIM", (Nihaninahazwe Imana yanje Rurema Allah, Nyenicubahirogisumbavyose), akarivuga incuro imwe gusa mu gihe yunamye.

5. Ukuvuga ijambo "SUB-HAANA RABBIYA L-A'LAA", (Nihaninahazwe Imana yanje Rurema Allah, Nyenicubahiro-ntangere), akarivuga incuro imwe gusa mu gihe yubamye.

6. Ukuvuga ijambo "RABBI GH-FIR LII" (Mana yanje Rurema Allah! Mbabarira ibicumuro vyanje), arivuga hagati y'ukwubama ubwa mbere n'ubugira kabiri.

7. Ukwemanga kwa mbere (mu cunamo kigira kabiri).

8. Ukwicara mu gihe co kwemanga kwa mbere.

## Ikibazo ca 23: Imigenzo y'intumwa yubahirizwa mw'isengesho , ni iyihe?

Inyishu:

Imigenzo y'intumwa yubahirizwa mw'isengesho , ni icumi n'umwe (11). Nayo ikaba ari iyi ikurikira:

1. Ukuvuga mu nyuma y'ikuzamana ruziririza, ijambo "SUB-HAANAKA LLAAHUMMA WABIHAMDIKA, WATABAARAKA SMUKA, WATA'AALAA JADDUKA, WALAA ILAAHA GHAYRUKA", (Ininahazwa n'ishimagizwa, ni ivyawe Mana yanje Nzima! Izina ryawe ryuzuye imigisha niryubahwe, ubudahangarwa bwawe nibwubahwe, nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Wewe). Iki gisabisho citwa, igisabisho co gutangura isengesho.

2. Ukwikinga ku Mana Allah uti: "A'UUDHU BILLAAHI MINA SSHAYTWAANI RRAJIIM", (Ndikinze ku Mana Allah, Inkingire inyoshambi za shetani yavumwe).

3. Ugutanguza izina ry'Imana Allah uti: "BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM", (Kw'izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwekubiremwa, Nyenimbabazikubatonibayo).

4. Ukwitabira "Aamiin" inyuma y'ugusoma Al-Faatiha.

5. Ukwongerako ikindi gisomwa mu nyuma yo gusoma Al-Faatiha.

6. Ugusoma mw'ijwi ryumvikana ku wusengesha abandi (no ku wisengana).

7. Ukwongerako uhejeje kuvuga ijambo "RABBANAA WALAKA L-HAMDU", uti: "MIL-A SSAMAAWAATI WA MIL-A L-ARDWI, WA MIL-A MAA SHI-TA MIN SHAY-IN BA'D", (Kwuzuye ( ugushimagizwa) amajuru, kwuzuye n'isi, kandi kwuzuye inyuma y'ivyo, ico ari co cose Ushatse).

8. Ukurenza ku ncuro imwe mu kuvuga mu gihe wunamye, uti: "SUB-HAANA RABBIYA L'ADHWIIM". N'ukuvuga incuro igira kabiri, iyigira gatatu, n'izirenga .

9. Ukurenza ku ncuro imwe mu kuvuga mu gihe wubamye uti: "SUB-HAANA RABBIYA L-A'LAA". N'ukuvuga incuro igira kabiri, iyigira gatatu, n'izirenga.

10. Ukurenza ku ncuro imwe mu kuvuga hagati y'ukwubama ubwa mbere n'ubugira kabiri uti: "RABBI GH-FIR LII".

11. Ugusabira amahoro n'imigisha Intumwa y'Imana hamwe n'umuryango wayo mu gihe co kwemanga kw'ugusozera isengesho, ugaheza ukanasaba n'ibindi wipfuza inyuma y'aho..

Imigirwa ishingiye ku migenzo y'intumwa:

1. Ugutarika amaboko mu gihe co kuvuga ikuzamana ruzirririza.

2. Ukuyatarika kandi no mu gihe ugiye kwunama;

3. No mu gihe co kwunamuka;

4. Ukumanura amaboko inyuma yo kuyaduza.

5. Ugushira ukuboko kw'ukuryo hejuru y'ukuboko kw'ukubamfu.

6. Ukugumiza amaso araba hasi mu kibanza co kwubamamwo.

7. Ugutanya amaguru mu gihe uhagaze.

8. Ugufata n'intoke zitandukanye ku mavi mu gihe yunamye, maze akagorora umugongo ukaringanira n'umutwe.

9. Ugushikana hasi ibihimba vyose indwi mu gihe co kwubama.

10. Ukutegereza inkokora ku mbavu, ku nda no ku bibero; maze ugatandukanya hagati y'amatako n'inyamayakibizi (inyamanzuri), hagati y'amavi; ugashinga amano hasi, ibirenge bitandukanye; ugashira n'ibiganza ahatumberanye n'ibitugu, intoke zegeranye (zifatanye).

11. Ukwicara ku kirenge c'ukubamfu ugashinga ikirenge c'ukuryo ku mano mu gihe wicaye hagati y'ukwubama ubwa mbere n'ubugira babiri, no mu gihe wicaye mu cicaro co kwemanga ubwa mbere. Nayo mu cicaro co kwemanga kw'ugusozera isengesho, uraheza ugacisha ikirenge musi y'umurundi w'ukuryo, maze ukicara kw'itako ry'ibubamfu.

12. Ugushira ibiganza ku bibero, intoke zegeranye zigororotse mu gihe wicaye hagati y'ukwubama ubwa mbere n'ubugira kabiri; no mu gihe wicaye mu kwemanga, kiretse ko ng'aha uca upfumbata urutoke agahererezi na gihugunibenga, ugapfundika urukumu kuri nsumbazose, maze ukagorora gakombankono mu gihe c'itazira n'ininahazamana, mu kwerekana isengwa ry'Imana Imwe Rudende Allah

13. Uguhindukira iburyo n'ibubamfu mu gihe co kuramutsa.

### Ikibazo ca 24: Ni ibiki vyonona isengesho?.

Inyishu: Ivyonona isengesho, ni ibi bikurikira: 1. Ukureka kimwe mu nkingi canke mu bisabwa mw'isengesho.

2. Ukuvuga n'ibigirankana (ibitajanye n'isengesho mu gihe uri mw'isengesho).

3. Ukurya canke ukunywa (uriko urasenga).

4. Ukunyiganyiga kenshi wikurikiranya mw'isengesho.

5. Ukureka n'ibigirankana kimwe mu bintu bibwirijwe mw'isengesho."

### Ikibazo ca 25: Ni gute umwislamu asenga gute?

Inyishu: Ukuntu umwislamu asenga, ni uku gukurikira:

1. Arabanza agatumbera wese muzima mu butumbero bwo gusenga, ata guhengama eka ata no gukebaguzwa.

2. Hanyuma akazirikana ku mutima wiwe atarinze kwatura n'ururimi isengesho ashaka gusenga.

3. Hanyuma akavuga ikuzamana ruzaririza adugije amaboko ku rugero rw'ibitugu, ati: "ALLAAHU AKBAR".

4. Hanyuma agashira ikiganza c'ukuryo hejeru y'ukuboko kw'ukubamfu ku gikiriza ciwe.

5. Hanyuma agatangura avuga ati: "“ALLAAHUMMA BAA’ID BAYNII WABAYNA KHATWAAYAAYA KAMAA BAA’ATTA BAYNA L-MASHRIQI WAL-MAGHRIB. ALLAAHUMMA NAQQINII MIN KHATWAAYAAYA KAMAA YUNAQQAA TTHAWBU L-AB-YADWU MINA DDANAS. ALLAAHUMMA GH-SILNII BIL-MAA-I WATTHALJI WAL-BARADI" (Mana yanje Nzima! Nyigiza kure, Untandukanye n’ivyaha vyanje nk’uko Washize kure na kure ubuseruko n’uburengero, ntivyigere bihura. Mana yanje Nzima! Nyeza ivyaha vyanje nka kurya impuzu yera ica ntisigareko umwanda. Mana yanje Nzima! Nyoza (ivyaha vyanje) n’amazi, urubura rw’imvura n’urw’igikonyozi).

Canke akavuga ati: "SUB-HAANAKA LLAAHUMMA WABIHAMDIKA, WATABAARAKA SMUKA, WATA'AALAA JADDUKA, WALAA ILAAHA GHAYRUKA", (Ininahazwa n'ishimagizwa ni ivyawe Mana yanje Nzima! Izina ryawe ryuzuye imigisha niryubahwe, ubudahangarwa bwawe nibwubahwe, nta mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Wewe).

6. Hanyuma akikinga ku Mana Allah avuga ati

: "A'UUDHU BILLAAHI MINA SSHAYTWAANI RRAJIIM", (Ndikinze ku Mana Allah, Inkinge (Inshire kure) inyoshambi za shetani yavumwe). 7. Hanyuma agatanguza izina ry'Imana Allah ati:

﴿بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ ١ ٱلۡحَمۡدُ لِلَّهِ رَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٢ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ ٣ مَٰلِكِ يَوۡمِ ٱلدِّينِ ٤ إِيَّاكَ نَعۡبُدُ وَإِيَّاكَ نَسۡتَعِينُ ٥ ٱهۡدِنَا ٱلصِّرَٰطَ ٱلۡمُسۡتَقِيمَ ٦ صِرَٰطَ ٱلَّذِينَ أَنۡعَمۡتَ عَلَيۡهِمۡ غَيۡرِ ٱلۡمَغۡضُوبِ عَلَيۡهِمۡ وَلَا ٱلضَّآلِّينَ ٧﴾ [الفاتحة: 1-7]

1﴿. BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM; 2. ALHAMDU LILLAAHI RABBI L'AALAMIIN; 3. ARRAHMAANI RRAHIIM; 4. MAALIKI YAWMI DDIIN; 5. IYYAAKA NA'BUDU WA-IYYAAKA NASTA'IIN; 6. IHDINA SSWIRAATWA L-MUSTAQIIM; 7. SWIRAATWA LLADHIINA AN'AMTA ALAYHIM GHAYRI L-MAGH-DWUUBI ALAYHIM WALA DDWAALLIIN﴾.

Insiguro y'ico gisomwa Al-Faatiha:  1. Kw'Izina ry'Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi kubatoni bayo. 2. Nihashimagizwe Imana Allah, Umubungabunzi w'ibiremwa vyose; 3. Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo; 4. Umwami Aganza umusi w'impera; 5Ni Wewe gusa twiyegereza mu vyo dukora vyose tukanagusenga, kandi ni Wewe gusa dutakambira mu gusaba imfashanyo. 6. Turongore mu nzira igororotse ; 7. Inzira y'abo Wahezagiye Ukabaha inema, itari iy'abo Washavuriye (abayahudi) canke iy'abahuvye (abanaswara). (Al-Faatiha: 1-7).

Hanyuma agaca yitabira ati: "Aamiin", (Mana yanje Nzima! Nyakirira igisabisho canje).

8. Hanyuma agaca asoma ibimworoheye muri Qor'ani. Mw'isengesho ryo mu mutwenzi, ni vyiza ko arandira agasoma umwanya muremure..

9. Hanyuma araheza akunama,  ku kwerekana ko Imana Allah ari Yo Nyenicubahirogisumbavyose, agakuza Imana Allah akavuga mu gihe co kwunama ati: "ALLAAHU AKBAR" , akabivuga adugije amaboko yiwe ku rugero rw'ibitugu. Biri mu migenzo y'intumwa, kugorora umugongo maze ukaringanira n'umutwe, no gushira ibiganza ku mavi intoke zitanye.

10. Amaze kwunama aca avuga  ati: "SU-BHAANA RABBIYA L'ADHWIIM", incuro zitatu;  Ni vyiza ko mu gihe yogira ico yongerako yovuga ati: "SUB-HAANAKA LLAAHUMMA WABIHAMDIKA, ALLAAHUMMA GH-FIR LII".

11. Hanyuma akunamuka avuga ati: "SAMI'A LLAAHU LIMAN HAMIDAH", akabivuga adugije amaboko ku rugero rw'ibitugu. Uwusengeshwa ntavuga iryo jambo, ahubwo we avuga ati: "RABBANAA WALAKA L-HAMDU".

12. Hanyuma agaca avuga amaze kugororoka neza, ati : "RABBANAA WALAKA L-HAMDU, MIL-A SSAMAAWAATI WAL-A L-ARDWI, WAMIL-A MAA SHI-TA MIN SHAY-IN BA'D".

13. Hanyuma agaca yubama ku ncuro ya mbere avuga ati: "ALLAAHU AKBAR". Ni ngombwa ko yubama ku bihimba indwi: agahanga, izuru, ibiganza (bibiri), amavi (abiri), hamwe rero n'imitwe y'amano agaheza akayishinga atumbereye ubutumbero, ntiyegereza inkokora ku mbavu, ku nda no ku bibero; maze agatandukanya hagati y'itako n'inyamayakibizi (inyamanzuri), hagati y'amavi; agashira n'ibiganza ahatumberanye n'ibitugu, intoke zegeranye (zifatanye) , zitumbereye ubutumbero.

14. Agaca avuga mu gihe yubamye ati: "SUB-HAANA RABBIYA l-A'LAA" incuro zitatu; ni vyiza ko mu gihe yogira ico yongerako, yovuga ati: "SUB-HAANAKA LLAAHUMMA RABBANAA WABIHAMDIKA, ALLAAHUMMA GH-FIRI LII".

15. Hanyuma akubamuka avuga ati: "ALLAAHU AKBAR".

16. Hanyuma agaca yicara imbere yuko yubama ubugira kabiri, akicara ku kuguru kw'ukubamfu, maze agashinga ikirenge c'ukuryo, agashira ibiganza ku bibero;

17. Agaca avuga mu gihe yicaye hagati y'ukwunama kabiri ati: "RABBI GH-FIR LII, WAR-HAMNII, WAH-DINII, WAR-ZUQ-NII, WAJ-BURNII, WA'AAFINII", (Mana yanje Rurema Allah! Mbabarira ibicumuro vyanje, Wongere Ungirire impuhwe, Undongore mu nzira yawe, Umpe ibimbeshaho bikwiye, Unantere intege, Umpe no kuroranirwa mu buzima).

18. Hanyuma agaca yubama ubugira kabiri avuga ati: "ALLAAHU AKBAR", akabigenza nka kurya yabigenjeje mu kwubama ubwa mbere.

19. Hanyuma akubamuka avuga ati: "ALLAAHU AKBAR". Agaca atangura gusenga icunamo ca kabiri; nka kurya nyene yabigenjeje mu gusenga icunamo ca mbere, kiretse ko adasubiramwo ibisabisho vyo gutangura isengesho.

20. Hanyuma ahejeje gusenga icunamo kigira kabiri, agaca avuga ati: "ALLAAHU AKBAR", agaca yicara nka kurya yicara hagati y'iyubama rya mbere n'irya kabiri.

21. Agaca asoma mu gihe yicaye yemanga ati: "ATTAHIYYAATU LILLAAHI, WASSWALAWAATU WATTWAYYIBAATU, ASSALAAMU ALAYKA AYYUHA NNABIYYU WARA-HMATU LLAAHI WABARAKAATUH, ASSALAAMU ALAYNAA WA'ALAA IBAADI LLAAHI SSWAALIHIIN. ASH-HADU ALLAA ILAAHA ILLAA LLAAH, WA-ASH-HADU ANNA MUHAMMADAN ABDUHU WARASUULUH ". "ALLAAHUMMA SWALLI ALAA MUHAMMADIN WA'ALAA AALI MUHAMMADIN KAMAA SWALLAYTA ALAA IBRAAHIIMA WA'ALAA AALI IBRAAHIIMA, INNAKA HAMIIDUN MAJIIDUN. WABAARIK ALAA MUHAMMADIN WA'ALAA AALI MUHAMMADIN KAMAA BAARAKTA ALAA IBRAAHIIMA WA'ALAA AALI IBRAAHIIMA, INNAKA HAMIIDUN MAJIIDUN ". "ALLAAHUMMA INNII A'UUDHU BIKA MIN ADHAABI JAHANNAMA, WAMIN ADHAABI L-QABRI, WAMIN FITNATI L-MAHYAA WAL-MAMAATI, WAMIN FITNATI L-MASIIHI DDAJJAAL". (Indamutso y'amahoro yamaho, amasengesho n'ivyiza bitegetswe vyose bikwiye Imana Allah. Ntumwa y'Imana! Gira amahoro, impuhwe n'imigisha vy'Imana Allah, kandi na twe twese dusangwe amahoro hamwe n'abaja b'Imana beranda. Ndemeye ku mutima wanje, ndavyatuye n'ururimi rwanje, nemanga ko ata mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Allah. Kandi Ndemeye ku mutima wanje, ndavyatuye n'ururimi rwanje, nemanga ko Muhamadi ari Umuja wayo akaba n'Intumwa yayo). (Ewe Mana yanje Nzima! Hundagaza impuhwe zawe ku Ntumwa Muhamadi n'umuryango w'Intumwa Muhamadi, nk'uko Wahundagaje impuhwe zawe ku Ntumwa Ibrahimu n'umuryango w'Intumwa Ibrahimu. Hezagira Intumwa Muhamadi n'umuryango w'Intumwa Muhamadi, nk'uko Wahezagiye Intumwa Ibrahimu n'umuryango w'Intumwa Ibrahimu. Mu vy'ukuri Wewe ni Nyenugushimagizwa Nyeniteka). (Mana yanje Nzima! Jewe mu vy'ukuri, ndakwikinzeko Unkingire ibihano vyo mu muriro wa Jahanamu, n'ibihano vyo mu mva, ibigeragezo vyo mu

buzima bwo kw’isi n’ivy’intureka zo gupfa, n’ibigeragezo vya Masiihi Dajjaali). Hanyuma agaca asaba Imana yiwe Rurema Allah ivyo yipfuza vyose mu vyiza vyo kw'isi n'ivyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

22. Hanyuma agaheza rero akaramutsa iburyo bwiwe avuga ati: "ASSALAAMU ALYKUM WARAHMATU LLAAH", akaramutsa n'ibubamfu bwiwe nk'ukwo nyene.

23. Iyo rero isengesho rigizwe n'ivyunamo bitatu canke bine, araheza agahaguruka ahejeje ukwemanga kwa mbere ari kwo kw'uku: "... ASH-HADU ALLAA ILAAHA ILLA LLAAHU, WA-ASH-HADU ANNA MUHAMMADAN ABDUHU WARASUULUH".

24. Agaheza rero agahaguruka avuga ati: "ALLAAHU AKBAR", maze akaduza amaboko ku rugero rw'ibitugu (nka kumwe yabigenza agitangura gusenga);

25. Hanyuma agaheza agasenga icunamo kigira gatatu nka kurya yasenze icunamo kigira kabiri, kiretse ko ata gisomwa yongerako kuri ico cunamo ca gatatu n'ica kane ahejeje gusoma igisomwa c'Intango (Al-Faatiha).

26. Hanyuma aheze yicare ashinze ikirenge c'ukuryo, maze acishe ikirenge c'ukubamfu munsi y'umurundi w'ukuryo, aheze ashikane hasi itako ry'ibubamfu, ashire ibiganza ku bibero nka kumwe yabigenza mu kwicara ku kwemanga kwa mbere.

27. Aheze asome (ATTAHIYYAATU LILLAAHI...) yose mu gihe yicaye yemanga nka kumwe yabigenza mu cunamo kigira kabiri.

28. Hanyuma aheze aramutse iburyo bwiwe ati: "ASSALAAMU ALAYKUM WARAHMATU LLAAH", akaramutsa n'ibubamfu bwiwe nk'ukwo nyene..

**Ikibazo ca 26: Mbega mw'itazira n'ininahazamana ry'inyuma yo gusenga, uvuga iki?**

Cevap: «Estağfirullah» üç kere söylenir.

«Allahumme ente's-selâmu ve minke's-selâm. Tebârekte yâ ze'lcelâli ve'l-ikrâm.» (Allah'ım! Sen Selam'sın. Selamet de sendendir. Ey celâl ve ikram sahibi! Sen münezzehsin, sen yücesin.)

Lâ ilâhe illallah vahdehû lâ şerîke leh. Lehû'l-mülk ve lehu'l-hamd ve huve alâ kulli şeyin kadîr. Allahumme lâ mânia limâ a'tayte ve lâ mu'tıye limâ mena'te. Ve lâ yenfeu zelceddi minke'l-ced»

«Lâ ilâhe illallah vahdehû lâ şerîke leh, lehu'l mülk ve lehu'l hamd ve huve alâ külli şeyin kadîr, lâ havle ve lâ kuvvete illâ billah, lâ ilâhe illallah, ve lâ na'budu illâ iyyâhu, lehunni'metu ve lehu'l fadlu ve lehus-senâu el-hasen, Lâ ilâhe illâllah muhlisîne lehu'd-dîn ve lev kerihe'l kâfirûn.»

«Subhânallah» Allah, her türlü noksanlıklardan münezzehtir. Otuz üç kere söylenir.

«El-hamdu lillâh» Hamt âlemlerin Rabbi olan Allah'a mahsustur. Otuz üç kere söylenir.

«Allahu Ekber» Allah en büyüktür. Otuz üç kere söylenir.

Sonra da yüzü tamamlamak için şöyle der: «Lâ ilâhe illallah vahdehû lâ şerîke leh, lehu'l mülk ve lehu'l hamd ve huve alâ külli şeyin kadîr.» «Allah'tan başka (hak) ilah yoktur. O birdir, hiçbir ortağı yoktur. Hamt yalnızca O'nadır ve O'nun her şeye gücü yeter.»

- İhlas Suresi'ni ve Muavvizat (Felak ve Nâs) surelerini sabah ve akşam namazlarından sonra üç kere, diğer namazlardan sonra ise bir kere okur.

- Âyete'l-Kürsi'yi bir kere okur)

### Ikibazo ca 27: Amasengesho yo kwitonesha, ni ayahe? Ivyiza vyayo, ni ibihe?

Inyishu: Ayo masengesho, ni : 1. Ivyunamo bibiri bisengwa imbere y'isengesho ryo mu mutwenzi;

2. Ivyunamo bine bisengwa imbere y'isengesho ryo ku musase;

3. Ivyunamo bibiri bisengwa inyuma y'isengesho ryo ku musase;

4. Ivyunamo bibiri bisengwa inyuma y'isengesho ryo ku kirengazuba;

5. Ivyunamo bibiri bisengwa inyuma y'isengesho ryo ku mugoroba.

Ku vyerekeye ivyiza vy'ayo masengesho yo kwitonesha na vyo, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Uwusenze ku musi ivyunamo cumi na bibiri vyo kwitonesha ku Mana Allah, Imana Allah Imwubakira inzu mu Bwami bw'ijuru". Yashikirijwe na Muslim na Ahmad, n'abandi.

## Ikibazo ca 28: Mu ndwi, ni uwuhe musi wubashwe gusumba iyindi?

Inyishu: Mu ndwi, umusi wubashwe gusumba iyindi, ni umusi w'ijuma. Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Mu vy'ukuri, umusi wubashwe kuri mwebwe gusumba iyindi misi, ni umusi w'ijuma; ni kuri uwo musi Imana Allah Yaremye Adamu, ni no kuri uwo musi Yamwatse ubuzima agapfa, ni no kuri uwo musi Yamuhuhiyemwo inkomoko y'ubuzima "Roho", ni no kuri uwo musi nyene ibiremwa bizohonywa hageze umuhero w'isi. Enda rero nyabuna nimurushirizeho kunsabira kuri uwo musi, kuko mu vy'ukuri ibisabisho munsabira ndavyerekwa". Maze abari ng'aho, baca barabaza bati: "Ewe Ntumwa y'Imana! Ibisabisho tugusabira, wovyerekwa gute kandi uzoba waramaze kubungwa ukabora mu mva!". Iraheza ibishura iti : "Mu vy'ukuri Imana Allah, yaraziririje ko isi ihindura imibiri y'Abavugishwamana ngo ibungwe, iheze ibore". Yashikirijwe na Abu Dawudi, n'abandi.

## Ikibazo ca 29: Mbega isengesho ry'ijuma, rigengwa n'ibwirizwa irihe?

Inyishu: Isengesho ry'ijuma, ni ibwirizwa ryega umwislamu uwo ari we wese ku gatwe kiwe, zina mugabo wese ageze mu bigero, akwije ubwenge (atari umukehabwenge), umusangwa (ari ku muhana y'aho abaye, atari ku rugendo).

Imana Allah Yavuzeavuze Iti:

﴿يَـٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ لَا تُلْهِكُمْ أَمْوَٰلُكُمْ وَلَآ أَوْلَـٰدُكُمْ عَن ذِكْرِ ٱللَّهِ ۚ وَمَن يَفْعَلْ ذَٰلِكَ فَأُو۟لَـٰٓئِكَ هُمُ ٱلْخَـٰسِرُونَ ﴿٩﴾﴾ [المنافقون: 9]

"Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nihararikwa kuja gusenga ku musi w'ijuma ( umusi w'ikoraniro), murashoka munyaragasa kuja gusenga no kwumviriza inyigisho, muheze mureke kugura no kugurisha ibidandazwa (hamwe n'ibindi vyose bisamaza). Ivyo (mutegetswe), ni vyiza kuri mwebwe kurusha,nimwaba muzi ibibafitiye akamaro rero, nimuvyubahirize)". (Al-Jumu'ah: 9)

**Ikibazo ca 30: Isengesho ry'ijuma rifise ivyunamo bingahe ?**

Inyishu: Igitigiri c'ivyunamo vy'isengesho ry'ijuma ni bibiri. Uwusengesha abandi araheza agasoma mw'ijwi, yabanje gushikiza inyigisho igizwe n'ibice bibiri bisanzwe bizwi.

**Ikibazo ca 31: Mbega, birarekuwe ko umuntu yosiba isengesho ry'ijuma?**

Inyishu: Ntibirekuwe namba gusiba isengesho ry'ijuma, kiretse mu gihe yoba afise igituma cemewe n'amategeko kibimurekurira. Harakiriwe inyigisho ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) aho avuga ati: "Uwusivye isengesho ry'ijuma incuro zishika zitatu kubera kurifata minenegwe, Imana Allah Ica Itera ikimangu c'uburyarya ku mutima wiwe". Yashikirijwe na Abu Dawudi, n'abandi.

**Ikibazo ca 32: Dondagura imigenzo y'intumwa igirwa ku musi w'ijuma.?**

Inyishu: Imigenzo y'intumwa igirwa ku musi w'ijuma ni iyi ikurikira:

1. Ukwiyuhagira. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti:

"Ukwiyuhagira ku musi w'ijuma, ni itegeko kuri uwo wese amaze kugera mu bigero". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy.

2. Ukwimoga. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Birakwiye kuba agateka ku bislamu ko biyuhagira ku musi w'ijuma, maze umwe wese akisiga ibimoga (akimoga)". Yashikirijwe na Ahmad na Al-Tirmidhiy.

3. Ukwambara impuzu nziza zisukuye. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa aho ivuga iti: "Ni vyiza kuri umwe wese muri mwebwe mu gihe abishoboye, ko yogenera umusi wiwe w'ijuma uduhuzu tubiri, tutari muri turya duhuzu yageneye ibikorwa vya misiyose". Yashikirijwe na Ibnu Maajah, na Maliki mu gitabu ciwe Al-Muwattwa-u

4. Ukuzinduka ku musigiti (kujayo hakiri kare).

5. Ukugenda n'amaguru ku musigiti. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa aho ivuga iti: "Uwiyuhagiye ku musi w'ijuma, agaheza akoza no mu mutwe; akizindura akagenda ku musigiti hakiri kare (inyigisho zigatangura ari ho yibereye); akegera hafi (y'uwusengesha), maze akumviriza inyigisho acereje, yandikirwa ku ntambwe yose yateye aja ku musigiti, indishi y'amapfungo yo kwitonesha n'amasengesho yo mu gicugu vy'umwaka wose". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Al-Nasaa-iy.

6. Ukurushirizaho gusabira Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah). Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Enda nyabuna rero, nimurushirizeho kunsabira ku musi w'ijuma, kuko mu vy'ukuri, ni umusi ushengererwa n'abamalayika. Kandi rero mu vy'ukuri, nta muntu n'umwe azonsabira, kiretse ko nerekwa ibisabisho yansabiye kuva agitangura gushika aheze". Yashikirijwe na Ibnu Maajah.

7. Ugusoma igisomwa c'Isenga ry'ibuye (Al-Kahf). Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa aho ivuga iti: "Uwo wese asomye igisomwa Al-kahf ku musi w'ijuma, ahabwa umuco umumurikira muri iyo ndwi yose gushika ku yindi juma". Yashikirijwe na Al-Haakim, n'abandi.

8. Ukwitwararika gusaba mu mwanya, igisabisho cakiririrwamwo. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, Inyigisho yakiriwe na Abu Hurayra, ivuga ko mu vy'ukuri, Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro

n'impuhwe vy'Imana Allah) yigishije ku vyerekeye umusi w'ijuma, iraheza ivuga iti: "kuri uwo musi, harimwo umwanya ata mwislamu n'umwe ahurirana na wo ariko arasenga, asaba Imana Allah ivyo yipfuza, kiretse ko Imana Allah Imwakirira igisabisho, Ikamuha n'ivyo ayisavye" Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim..

### Ikibazo ca 33: Ni ibihe vyiza vy'isengesho rusangi (gusengera hamwe n'abandi)?

Inyishu: Abdu Llaahi mwene Omari (Imana Allah ibishimire bompi) yarakiriye inyigisho y'intumwa, ko mu vy'ukuri Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Isengesho rusangi , risumba isengesho ry'umuntu yisengana mu ndishi, incuro mirongo ibiri n'indwi". Yashikirijwe na Muslim.

### Ikibazo ca 34: Mbega "Al-Khushuu'u" mw'isengesho, ni iki?

Inyishu: Al-Khushuu'u, ni ukugumiza umutima mu nda mu kudatwarwa n'ivyiyumviro bitajanye n'isengesho, maze ukaguma hamwe utuje.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿قَدۡ أَفۡلَحَ ٱلۡمُؤۡمِنُونَ ١ ٱلَّذِينَ هُمۡ فِي صَلَاتِهِمۡ خَٰشِعُونَ ٢﴾ [المؤمنون: 1-2]

"Ni ukuri, abemeramana koko baramaze kuronka intsinzi (kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa) (1) ; Abagumiza umutima mu nda bagatururuza n'ibihimba vyabo mu masengesho". (Al-Mu-minuuna: 1-2).

### Ikibazo ca 35: Mbega "Al-Zakaat", ni iki?

Inyishu: Al-Zakaat, ni ishikanwa-bwirizwa ritegetswe gutangwa mu matungo kanaka, rigahabwa umugwi w'abantu kanaka bagenwe n'Imana Allah, rigatangwa mu kiringo kanaka.

- Ishikanwa-bwirizwa (zakaat) rero, ni inkingi imwe mu nkingi z'ubwislamu, rikaba ari n'imperezwa itegetswe gutangwa n'umutunzi akayihereza umukene.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَءَاتُواْ ٱلزَّكَوٰةَ ﴿٤٣﴾﴾ [البقرة: 43]

" Mwongere mutange n'ishikanwa-bwirizwa (zakaat)". (Al-Baqara: 43).

## Ikibazo ca 36: Mbega imperezwa ibereye, ni iyihe?

Inyishu: Imperezwa ibereye (isadaka), ni imperezwa itari ishikanwa-bwirizwa (zakaat); nko gutanga ku bw'Imana Allah ikintu ico ari co cose mu bikorwa vy'Imana Allah, mu mwanya uwo ari wo wose ushakiye.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَأَنفِقُواْ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ ﴿١٩٥﴾﴾ [البقرة: 195]

"Bemeramana! Nimushishikare gutanga mu guharanira idini ry'Imana Allah". (Al-Baqara: 195).

## Ikibazo ca 37: Ni iyihe ndangurakintu y'ukwipfunga?

Inyishu: Indangakintu y'ukwipfunga, ni ukwiyegereza Imana Allah kujana no kuzirikana kureka ivyo vyose vyokwonona ukwipfunga (nko kurya, kunywa na kurangura amabanga y'abubatse, n'ibindi) guhera umutwenzi ukitse gushika izuba rirenge. Ukwipfunga rero, kuri mu bwoko bubiri:

a. Ukwipfunga gutegetswe: Nk'ukwipfunga ukwezi kwa Ramadhani; ukwipfunga rero, ni imwe mu nkingi z'ubwislamu.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿يَـٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ كُتِبَ عَلَيۡكُمُ ٱلصِّيَامُ كَمَا كُتِبَ عَلَى ٱلَّذِينَ مِن قَبۡلِكُمۡ لَعَلَّكُمۡ تَتَّقُونَ ﴿١٨٣﴾﴾ [البقرة: 183]

"Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Mwarategetswe kwipfunga nk'uko ab'aho hambere yanyu bategetswe, kugira ngo mwikingire ibihano vy'Imana Allah mu kuyumvira ari Imwe Rudende". (Al-Baqara: 183).

b. Ukwipfunga kudategetswe: Nk'ukwipfunga ku musi wa mbere n'uwa kane mu ndwi; ukwipfunga imisi itatu muri buri kwezi. Ipfunga ry'imisi itatu ryiza gusumba, ni iry'imisi itatu yera (bedha), igenekerezo rya 13, 14 n'irya 15 mu kwezi kwisunga ikirangamisi c'ikislamu..

### Ikibazo ca 38: Ni ibihe vyiza vy'ipfunga ry'ukwezi kwa Ramadhani?

Inyishu: Abu Hurayra (Imana Allah imwishimire) yarakiriye inyingisho y'intumwa, ko mu vy'ukuri Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Uwipfunze ukwezi kwa Ramadhani, yemera ko yubahirije ibwirizwa ry'Imana Allah, yongera azirikana indishi kuri Yo, ababarirwa ivyaha vyiwe yari yarakoze". Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

### Ikibazo ca 39: Ni ibihe vyiza vy'ipfunga ryo kwitonesha mu gihe atari muri Ramadhani?

Inyishu: Abu Sa'iid Al-Khidriy (Imana Allah Imwishimire) yarakiriye inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Nta mwislamu n'umwe apfunga umusi umwe ku bw'Imana Allah, kiretse ko Imana Allah Imwigiza kure y'umuriro ku burebure bungana n'urugendo rw'imyaka mirongo indwi, bivanye n'uwo musi yapfunze". Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

Insiguro ya "Sab-'Iina Khariifan", ni imyaka mirongo indwi

### Ikibazo ca 40: Ni ibiki vyonona ukwipfunga?

Inyishu: Ivyonona ukwipfunga, ni ibi bikurikira:

1. Ukurya no kunywa n'ibigirankana;

2. Ukwihaga ukadahwa n'ibigirankana;

3. Ukuva mu bwislamu (ukwiyonkora mu bwislamu: kuba murtadi).

### Ikibazo ca 41: Ni iyihe migenzo y'intumwa yubahirizwa mu kwipfunga?

Inyishu:

Imigenzo y'intumwa yubahirizwa mu kwipfunga, ni:

1. Kunyaragasa gufungura izuba rikimara kurenga.

2. Gutevya kurya idaku (gutindiza kurya idaku)

3. Kurushirizaho gukora ivyiza no kwiyegereza Imana Allah mu vyo ukora vyose mu gihe wipfunze.

4. Kuvuga iyo hagize uwutuka umuntu yipfunze, uyu na we akishura ati: "Jewe mu vy'ukuri, ndipfunze".

5. Gusaba Imana Allah ivyo yipfuza mu gihe hageze ko atangura gufungura.

6. Guhera ku gufungura itende zikiri zitoto canke zihiye; atazironse naho ahere ku kunywa amazi

### Ikibazo ca 42: Mbega "hajji", ni iki?

Inyishu: Hajji, ni ukwiyegereza Imana Allah mu gushengerera ingoro ntagatifu "Al-Ka'ba" iri i Makka, mu ntumbero yo gutunganya ibikorwa vyagenwe gukorwa mu kiringo kanaka.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿فِيهِ ءَايَٰتُۢ بَيِّنَٰتٞ مَّقَامُ إِبۡرَٰهِيمَۖ وَمَن دَخَلَهُۥ كَانَ ءَامِنٗاۗ وَلِلَّهِ عَلَى ٱلنَّاسِ حِجُّ ٱلۡبَيۡتِ مَنِ
ٱسۡتَطَاعَ إِلَيۡهِ سَبِيلٗاۚ وَمَن كَفَرَ فَإِنَّ ٱللَّهَ غَنِيٌّ عَنِ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٩٧﴾ [آل عمران: 97]

"Imana Allah Yarategetse rero ko umwislamu uwo ari we wese afise ubushobozi, aja gushengerera ingoro ntagatifu. Mu vy'ukuri,

uwuhakanye ibwirizwa ryo gushengerera iyo ngoro aba agararije, kira noneho Imana Allah Irikenuye, nta co Ikeneye ku biremwa". (Aali Imraani: 97).

## Ikibazo ca 43: Inkingi zo gushengerera ingoro ntagatifu, ni izihe?

Inyishu:

Inkingi zo gushengerera ingoro ntagatifu, ni izi zikurikira:

1. Kuzirikana ishengerera ry'ingoro ntagatifu;

2. Guhagarara mu kabande ka Arafa.

3. Gukikura Al-ka'ba (twawaafu) mu gihe uvuye ahitwa Mina.

4. Kunyaragasa hagati y'imisozi Al-Swafaa na Al-Mar-wa.

## Ikibazo ca 44: Ni ibihe vyiza vyo gushengerera ingoro ntagatifu?

Inyishu: Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yarakiriye inyigisho y'intumwa, aho yavuze ati: "Narumvise Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) ivuga iti: "Uwushengereye ingoro ntagatifu iri i Makka ku bw'Imana Allah, ntaheze ngo avuge ibishegu, ntaheze ngo arangwe n'ububegito (bwo kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah), asubira mu rwiwe yejejwe ivyaha nk'umusi nyina wiwe amuvyara"". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy, n'abandi.

"nk'umusi nyina wiwe amuvyara, bisigura ko agaruka ata vyaha afise".

## Ikibazo ca 45: Mbega "umra", ni iki?.

Inyishu: Umra, ni ukwiyegereza Imana Allah mu kugendera ingoro ntagatifu "Al-Ka'ba" iri i Makka, mu ntumbero yo gutunganya ibikorwa vyagenwe gukorwa mu kiringo kanaka..

## Ikibazo ca 46: Inkingi zo kugendera ingoro ntagatifu, ni izihe?

Inyishu:

Inkingi zo kugendera ingoro ntagatifu, ni izi zikurikira:

1. Kuzirikana igendera ry'ingoro ntagatifu;

2. Gukikura Al-ka'ba (twawaafu);

3. Kunyaragasa hagati y'imisozi Al-Swafaa na Al-Mar-wa.

## Ikibazo ca 48: Mbega "jihaadi", ni iki?

Inyishu: Jihaadi (muri rusangi), ni ukugira akigoro kadasanzwe mu gukwiragiza ubwislamu no mu kubuharanira ukaburwanira bwo hamwe n'abislamu. Jihaadi, risigura kandi ukurwanya abansi barywanya ubwislamu hamwe n'abislamu.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَجَٰهِدُواْ بِأَمۡوَٰلِكُمۡ وَأَنفُسِكُمۡ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِۚ ذَٰلِكُمۡ خَيۡرٞ لَّكُمۡ إِن كُنتُمۡ تَعۡلَمُونَ ٤١﴾ [التوبة: 41]

"Muheze muharanire idini ry'Imana Allah mu gutanga amatungo yanyu no mu kwitanga mwebwe nyene ubwanyu; ivyo ni vyo vyiza kuri mwebwe. Nimwaba rero mutahura ivyiza biri ku Mana Allah nimuyumvire, mwumvire n'Intumwa yayo". (At-Tawba: 41).

*******

## IKIGABANE C'IVYEREKEYE AMATEKA NA KAHISE VY'INTUMWA (SIIRA) Ubumenyi bujanye n'amateka na kahise vy'intumwa (Siira): SIIRA: Ni ubumenyi bujanye n'ubuzima bw'Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) kuva umusi avuka gushika umusi apfirako

### Ikibazo ca 1: Mbega, umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) akomoka kuri nde?

Inyishu: Intumwa y'Imana, yitwa Muhamadi mwene Abdallah; Abdallah mwene Abdu l-Muttwalib; Abdu l-Muttwalib mwene Haashimu; Haashimu na we akaba akomoka mu bwoko bw'Abakorayishi; Abakorayishi na bo bakaba bakomoka ku Barabu; Abarabu na bo bakaba bamuka ku ruvyaro rwa Ismayili; Ismayili na we akaba ari mwene Ibrahimu (ba nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah).

### Ikibazo ca 2. Mbega nyina w'Umuvugishwamana wacu (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yitwa nde?

Inyishu: Izina ryiwe, ni Aamina umukobwa wa Wahbi.

### ikibazo ca 3: Se w'Umuvugishwamana wacu yapfuye ryari?

Inyishu: Se wiwe yapfiriye i Madina amusiga imbanyi mu nda kwa nyina, ataravuka..

### Ikibazo ca 4: Umuvugishwamana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavutse ryari?

Inyishu: Yavutse mu mwaka witiriwe Inzovu, hari ku musi wa mbere, mu kwezi kwa gatatu "Rabii'u Al-Awwal".

### Ikibazo ca 5: Yavukiye mu kihe gisagara?

Inyishu: Yavukiye i Makka..

**Ikibazo ca 6: Uretse inyina wiwe, ni bande bamureze bakanamwonsa?**

Inyishu :Abamureze bakanamwonse, ni:

1. Ummu Ayimani, akaba umurerano yarerewe kwa se w'Intumwa ;

2. Thuwayiba, akaba umurerano yarerewe kwa sewabo Abuu Lahabi;

3. Haliima Al-Sa'diyya.

**Ikibazo ca 7: Nyina wiwe, yapfuye ryari?**

Inyishu: Nyina wiwe yapfuye, Intumwa y'Imana ikiri umwana w'imyaka itandatu, aca arerwa na sekuru Abdu l-Muttwalib.

**Ikibazo ca 8: Ni nde yamureze mu nyuma y'aho sekuru Abdu l-Muttwalib apfiriye?**

Inyishu: Sekuru Abdu l-Muttwalib yapfuye, Intumwa ifise imyaka umunani, ica irerwa na sewabo Abu Twaalib..

**Ikibazo ca 9: Ni ryari yafadikanije urugendo na sewabo Abu Twaalib bagana muri Shaamu?**

Inyishu: Yafadikanije urugendo na sewabo Abu Twaalib bagana muri Shaamu, afise imyaka cumi n'ibiri..

**Ikibazo ca 10: Ni ryari yasubiriye gufata urugendo rwo muri Shaamu ubugira kabiri?**

Inyishu: Yasubiriye kujayo ubugira kabiri, agiye mu rudandazwa, yari arungitswe na Khadija (Imana Allah Imwishimire). Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) , imaze kugaruka ivuye ku rugendo , ni ho yaca yabira Khadija (Imana Allah Imwishimire). Ico gihe yari ifise imyaka mirongo ibiri n'itanu..

**Ikibazo ca 11: Abakorayishi, ni ryari basanuye inyubakwa ya Al-ka'ba?**

Inyishu: Abakorayishi, basanuye inyubakwa ya Al-Ka'ba, igihe Intumwa yari ifise imyaka mirongo itatu n'itanu.

Maze bayigira umuhuza igihe bahazana ku woshira ibuye ryirabura, aho ryahora; ni ho yaca ifata nya buye irishira ku gitambara, iraheza isaba abaserukira abandi mu miryango yose uko ari ine y'Abakorayishi, ko bafata bose kuri co bagaterura , iraheza iba ari yo itereka nya buye aho ryahora.

### Ikibazo ca 12: Igihe yahabwa ubutumwa, yari ifise imyaka ingahe? Mbega yarungitswe kuri bande?

Inyishu: Yahawe ubutumwa, ifise imyaka mirongo ine. Yarungitswe ku bantu bose muri rusangi, kugira imenyeshe abemeramana inkuru yo guhabwa Ubwami bw'ijuru, yongere igabishe abagarariji  ku bihano vy'Imana Allah.

### Ikibazo ca 13: Ihishurirwa rya mbere, ryagenze gute?

Inyishu: Ihishurirwa rya mbere, kwari ukubona indoto y'ukuri. Indoto iyo ari yo yose rero yarota, yazinduka iyibona ukuri kwamye..

### Ikibazo ca 14: Imbere yuko ihishurirwa, yari ibayeho gute? Mbega yatanguye guhishurirwa ryari?

Inyishu: Ukuntu yari ibayeho, ni uko yatekera impamba, maze ikaja mw'isenga ry'ibuye rya Hiraa-i, igaheza ikamarayo imisi yiyegereza Imana Allah.

Yatanguye guhishurirwa rero, iri muri nya senga ry'ibuye iriko iriyegereza Imana Allah.

### Ikibazo ca 15: Ni izihe Aayah za mbere zahishuwe muri Qor'ani?

Inyishu: Aayah za mbere zahishuwe n'Imana Allah muri Qor'ani, ni aho Imana Allah Yavuze Iti

﴿ٱقۡرَأۡ بِٱسۡمِ رَبِّكَ ٱلَّذِي خَلَقَ ١ خَلَقَ ٱلۡإِنسَٰنَ مِنۡ عَلَقٍ ٢ ٱقۡرَأۡ وَرَبُّكَ ٱلۡأَكۡرَمُ ٣ ٱلَّذِي عَلَّمَ بِٱلۡقَلَمِ ٤ عَلَّمَ ٱلۡإِنسَٰنَ مَا لَمۡ يَعۡلَمۡ ٥﴾ [العلق: 1-5]

﴿1. Muvugishwamana! Soma ivyo wahishuriwe muri Qor'ani, maze utangure kw'izina ry'Imana yawe Allah Yaremye; 2. Yaremye zina kiremwa-muntu mu maraso avuze. 3. Muvugishwamana! Soma ivyo wahishuriwe muri Qor'ani, wizeye ko Imana yawe Rurema Allah ari Yo Mugiraneza-ntangere; 4Yigishije ibiremwa kwandika n'ikaramu; 5. Yigishije kiremwa-muntu ivyo kitari kizi, Iraheza Igikura mu muzimagiza w'ubujuju Igishira mu muco w'ubumenyi﴾. (Al'Alaq: 1-5).

### Ikibazo ca 16: Ni nde muntu wa mbere yemeye ubutumwa bwayo ?

Inyishu: Uwa mbere mu bagabo yemeye ubutumwa bwayo, ni Abu Bakari Al-Swiddiiq; mu bagore, ni Khadija umukobwa wa Khuwaylid; mu miyabaga, ni Ali mwene Abu Twaalib; mu bashumba, ni Zaydi mwene Haaritha; mu bagurano, ni Bilali Al-Habashiy, n'abandi (Imana Allah Ibishimire bose).

### Ikibazo ca 17: Irarikiramana ryo kwemera ubwislamu, muri ico gihe ryakorwa gute?

Inyishu: Irarikiramana ryo kwemera ubwislamu, ryakorwa mw'ibanga mu myaka itatu ya mbere, mu nyuma ni ho Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yategekwa kurikorera ku mugaragaro..

### Ikibazo ca 18: Inyuma y'itegekwa ryo gukorera irarikiramana ku mugaragaro, Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) hamwe n'abemeramana babayeho gute?

Inyishu: Ababangikanyamana, bararushirijeho kubangamira Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) hamwe n'abemeramana bari kumwe, gushika n'aho bamwe muri bo bahabwa uburenganzira bwo kwimukira muri Etiyopiya, ico gihe hatwarwa n'umwami yitwa Al-Najaashiy.

Mbere ababangikanyamana bahavuye biyunga bumvikana kubangamira Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), mbese harimwo no kumwica, maze Imana Allah Irakinga mu gushoboza sewabo Abu Twaalib kumurwanako mu kumukingira (ntibagira ico bashikako)..

**Ikibazo ca 19: Mu mwaka ugira cumi, kuva Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) irungitswe, ni nde yapfuye?**

Inyishu: Abapfuye muri uwo mwaka, mu bahora bayirwanako, ni sewabo Abu Twaalib n'umukenyezi w'Intumwa Khadija (Imana Allah Imwishimire).

**Ikibazo ca 20: Urugendo rw'ijoro "Israa-i" hamwe n'irerurwa ryo kuja mw'ijuru "Mi'raaji", vyabaye ryari?**

Inyishu:

Vyabaye igihe Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yari ifise imyaka mirongo itanu, ni na ho yahabwa ibwirizwa ryo gusenga amasengesho atanu ku musi.

• Al-Israa-u: Ni urugendo rw'ijoro rwatanguriye ku musigiti mutagatifu w'i Makka ruherera ku musigiti wa Al-Aq-swaa uri muri Palestina.

• Al-Mi'raaju: Ni irerurwa ry'Intumwa kuva ku musigiti wa al-Aq-swaa gushika mw'ijuru ry'indwi, ahari igiti ca Sidra (akaba ari ho ibiduzwa biva kw'isi n'ibimanuka biva hejuru, biherera).

**Ikibazo ca 21: Ni gute Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yararikira abantu kwinjira mu bwislamu hanze y'igisagara ca Makka?**

Inyishu: Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yaraja kurarikira abantu bo muri Twaa-ifu amaja epfo y'i Makka, ko bamwemera, akanarondera ahakoranira abantu benshi igihe baje kugendera Ingoro ntagatifu canke kudandariza i Makka, maze akabararikira kumwemera, gushika n'aho igihe kimwe haje abantu bavuye i Madina, baraheza baramwemera, baranamusezeranira kumutabara.

**Ikibazo ca 22: Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yamaze imyaka ingahe ashikiriza ubutumwa yarungikanwe i Makka?**

Inyishu: Yamazeyo imyaka cumi n'itatu (ashikiriza ubutumwa yarungikanwe)..

**Ikibazo ca 23: None, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yahavuye yimukira hehe?**

Inyishu: Yavuye i Makka yimukira i Madina.

**Ikibazo ca 24: Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yamaze ikiringo c'imyaka ingahe i Madina ashikiriza ubutumwa yarungikanwe?**

Inyishu: Yamazeyo imyaka cumi..

**Ikibazo ca 25: Ni ayahe mabwirizwa y'ubwislamu yahawe aho ashikiye i Madina?**

Inyishu: Yahawe ibwirizwa ryo gutanga ishikanwa-bwirizwa, ukwipfunga, ugushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka, uguharanira idini ry'Imana Allah, hamwe rero no kurarikira abantu kuja gusenga, n'ayandi mabwirizwa y'ubwislamu.

**Ikibazo ca 26: Ni izihe ndwano zihambaye Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yarwanye?**

Inyishu: Indwano zihambaye yarwanye, ni:

1. Indwano ya BADRI, ikaba yabaye mu mwaka wa kabiri kuva Intumwa yimukiye i Madina.

2. Indwano ya UHUDI, ikaba yabaye mu mwaka wa gatatu kuva Intumwa yimukiye i Madina..

3. Indwano ya AL-AHZAABU (Ingabo ziyunze): ikaba yabaye mu mwaka wa gatanu kuva Intumwa yimukiye i Madina.

4. Indwano yo guhabuza igisagara ca Makka: ikaba yabaye mu mwaka w'umunani kuva Intumwa yimukiye i Madina.

**Ikibazo ca 27: Aayah ya nyuma yahishuwe muri Qor'ani, ni iyihe?**

Aayah ya nyuma yahishuwe muri Qor'ani, ni aho Imana Allah Yavuze Iti :

﴿وَٱتَّقُواْ يَوۡمٗا تُرۡجَعُونَ فِيهِ إِلَى ٱللَّهِۖ ثُمَّ تُوَفَّىٰ كُلُّ نَفۡسٖ مَّا كَسَبَتۡ وَهُمۡ لَا يُظۡلَمُونَ ٢٨١﴾

[البقرة: 281]

﴿ Bantu! Nimwiyubare rero umusi mwasubijwe ku Mana Allah (kugira muharurirwe), hanyuma umwe wese muri mwebwe akazohabwa indishi y'ivyiza canke ibibi yarondeye, kandi rero (abantu) ntibazorenganywa (mu kurenza urugero rw'ibihano canke mu kugabanywa indishi)﴾. (Al-Baqara: 281).

**Ikibazo ca 28: Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yapfuye ryari? Ico gihe yari afise imyaka ingahe?**

Inyishu: Yapfuye mu kwezi kwa gatatu "Rabii'i Al'Awwal", mu mwaka wa cumi na rimwe kuva Intumwa yimutse. Yapfuye afise imyaka miringo itandatu n'itatu.

**Ikibazo ca 29: Dondagura amazina y'abakenyezi b'Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).**

Inyishu: Amazina yabo, ni:

1. KHADIJA umukobwa wa KHUWAYLIDI (Imana Allah Imwishimire).

2. SAUDA umukobwa wa ZAM'A (Imana Allah Imwishimire).

3. AISHA umukobwa wa ABU BAKARI (Imana Allah Imwishimire).

4. HAFSWA umukobwa wa OMARI (Imana Allah Imwishimire).

5. ZAINABU umukobwa wa KHUZAYMA (Imana Allah Imwishimire).

6. HINDU umukobwa wa ABU UMAYYA, batazira Ummu Salama (Imana Allah Imwishimire).

7. RAMLA umukobwa wa ABU SUF- YAANI, batazira Ummu Habiiba (Imana Allah Imwishimire).

8. JUWAYRIYYA umukobwa wa AL-HAARITHI (Imana Allah Imwishimire).

9. MAYMUNA umukobwa wa AL-HAARITHI (Imana Allah Imwishimire).

10. SWAFIYYA umukobwa wa HUYAYYI (Imana Allah Imwishimire).

11. ZAINABU umukobwa wa JAH-SHI (Imana Allah Imwishimire).

## Ikibazo ca 30: Abana b'Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), ni bande?

Inyishu: Abana biwe b'abahungu, ni batatu:

1. AL-QAASIM, ni na ryo batazira Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

2. ABDULLAAH.

3. IBRAHIMU.

Abakobwa, ni bane:

1. FAATWIMA.

2. RUQAYYA.

3. UMMU KULTHUUM.

4. ZAINABU.

Abo bana bose rero, yabavyaye kuri Khadija (Imana Allah Imwishimire), kiretse Ibrahimu gusa, yamuvyaye kuri Maariya Al-Qibtwiyya. Kandi bose bapfuye Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) ikiriho, kiretse Faatwima yapfuye mu nyuma haciye amezi atandatu Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) ipfuye

## Ikibazo ca 31: Vuga bimwe mu biranga ukuntu Umuvugishwamana yari aremye?

Inyishu: Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yari umuntu agereranye, ntiyari mugufi kandi ntiyari muremure; yari afise ibara ryera rija gutukura, akagira ubwanwa bwinshi n'amaso meza manini ntiworaba; afise umunwa mwiza munini akagira n'umushatsi wirabura cane; yari anafise ibitugu vyagutse, yaramota neza ntiwokumva, n'ibindi bitari ivyo vyaranga indemo nziza yari afise.

## Ikibazo ca 32: Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yasigaranye iki abantu bamwemeye?

Inyishu: Abantu bamwemeye, yabasigaranye uburongozi, abasiga bari mu nzira itomoye, ijoro ryayo ribona nk'umurango wayo; nta wuhusha nya nzira, kiretse uwushatse guhuba agahona; nta ciza na kimwe rero, kiretse ko yakibamenyesheje; nta n'ikibi na akabereka ububi bwaco.kimwe, kiretse ko yakibihanije akanabereka ububi bwaco.

*******

**IKIGABANE C'INSOBANURO YA QOR'ANI "TAFSIIR" Ubumenyi bujanye n'insobanuro ya Qor'ani At-Tafsiiru: ni ubumenyi bw'ivyerekeye insiguro hamwe n'insobanuro za Aayah za Qor'ani ntagatifu irimwo uburongozi mu bijanye no kwemera Imana Allah, ukuyiyegereza mu vyo umuntu akora, itunganywa ry'ibikorwa vya misiyose mu kibano, urupfasoni n'imigenzo myiza, ibirekuwe n'ibizira, hamwe rero n'ivyerekeye irarikiramana mu kubwiriza gukora ivyiza, no mu kubuza gukora ibibi, n'ibindi. Icitonderwa: Iki kigabane, cisunga canecane ugufata ku mutwe no gutahura Aayah cigisha**

**Ikibazo ca 1: Soma igisomwa c'Intango "Al-Faatiha", uheze ugisigure.**

Inyishu:

Igisomwa c'Intango "Al-Faatiha" n'insobanuro yaco:

﴿بِسۡمِ ٱللَّهِ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ ١ ٱلۡحَمۡدُ لِلَّهِ رَبِّ ٱلۡعَٰلَمِينَ ٢ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلرَّحِيمِ ٣ مَٰلِكِ يَوۡمِ ٱلدِّينِ ٤ إِيَّاكَ نَعۡبُدُ وَإِيَّاكَ نَسۡتَعِينُ ٥ ٱهۡدِنَا ٱلصِّرَٰطَ ٱلۡمُسۡتَقِيمَ ٦ صِرَٰطَ ٱلَّذِينَ أَنۡعَمۡتَ عَلَيۡهِمۡ غَيۡرِ ٱلۡمَغۡضُوبِ عَلَيۡهِمۡ وَلَا ٱلضَّآلِّينَ ٧﴾ [الفاتحة: 1-7]

1. BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM. 2. ALHAMDU LI LLAAHI RABBI L'AALAMIIN. 3. ARRAHMAANI RRAHIIM. 4. MAALIKI YAWMI DDIIN. 5. IYYAAKA NA'BUDU WA-IYYAAKA NASTA'IIN. 6. IHDINA SSWIRAATWA L-MUSTAQIIM. 7. SWIRAATWA LLADHIINA AN'AMTA ALAYHIM GHAYRI L-MAGH-DWUUBI ALAYHIM WALA DDWAALLIIN. (Al-Faatiha: 1-7).

Iki gisomwa, ciswe ic'Intango kuko ari co gitangurira ibisomwa vy'Igitabu c'Imana Allah.

1. Ntaguye gusoma (Qor'ani), kw’izina ry’Imana Allah, Nyenimpuhwe ku biremwa, Nyenimbabazi ku batoni bayo.

Izina "Allah", ni Imana Isengwa vy'ukuri. Nta kintu na kimwe citwa iryo zina, atari Imana Nyezina Allah.

Ar-Rahmaani: bisigura, Nyenimpuhwe ku biremwa.

Ar-Rahiim, ni Nyenimbabazi ku batoni bayo.

2. Nihashimagizwe Imana Allah, Umubungabunzi w’ibiremwa vyose;

3. Nyenimpuhwe ku biremwa vyose, Nyenimbabazi ku batoni bayo;

4. Umwami Aganza umusi w’impera (ari na wo musi w'izuka ry'ibiremwa);

5. Ni Wewe gusa twiyegereza mu vyo dukora vyose tukanagusenga, kandi ni Wewe gusa dutakambira mu gusaba imfashanyo.

6. Turongore mu nzira igororotse (y'ubwislamu no kwubahiriza inyigisho n'imigenzo vy'intumwa);

7. Inzira y’abo Wahezagiye Ukabaha inema (ari bo baja bawe beranda mu buvugishwamana hamwe n'ababakurikiye), itari iy’abo Washavuriye (abayahudi) canke iy’abahuvye (abanaswara).

Biri mu migenzo y'intumwa ko uwuhejeje gusoma iki gisomwa, aca yitabira avuga ati: "Aamiin", bisigura: (Twakirire igisabisho cacu)...

### Ikibazo ca 2: Soma igisomwa c’Ukunyiganga kw’isi "Az-Zalzala" , uheze ugisigure..

Inyishu: Ugusoma igisomwa c’Ukunyiganga kw’isi "Az-Zalzala":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM

﴿إِذَا زُلۡزِلَتِ ٱلۡأَرۡضُ زِلۡزَالَهَا ۝١ وَأَخۡرَجَتِ ٱلۡأَرۡضُ أَثۡقَالَهَا ۝٢ وَقَالَ ٱلۡإِنسَٰنُ مَا لَهَا ۝٣ يَوۡمَئِذٖ
تُحَدِّثُ أَخۡبَارَهَا ۝٤ بِأَنَّ رَبَّكَ أَوۡحَىٰ لَهَا ۝٥ يَوۡمَئِذٖ يَصۡدُرُ ٱلنَّاسُ أَشۡتَاتٗا لِّيُرَوۡاْ أَعۡمَٰلَهُمۡ ۝٦ فَمَن يَعۡمَلۡ
مِثۡقَالَ ذَرَّةٍ خَيۡرٗا يَرَهُۥ ۝٧ وَمَن يَعۡمَلۡ مِثۡقَالَ ذَرَّةٖ شَرّٗا يَرَهُۥ ۝٨﴾ [الزلزلة: 1-8]

1. IDHAA ZULZILATI L-ARDWU ZILZAALAHAA. 2. WA-AKHRAJATI L-ARDWU ATH-QAALAHAA. 3. WAQAALA L-INSAANU MAA LAHAA. 4. YAWMA-IDHIN TUHADDITHU AKH-BAARAHAA. 5. BI-ANNA RABBAKA AW-HAA LAHAA. 6. YAWMA-IDHIN YASW-DURU NNAASU ASH-TAATA LLIYURAW A'MAALAHUM. 7. FAMAN YA'MAL MITH-QAALA DHARRATIN KHYRAN YARAH. 8. WAMAN YA'MAL MITH-QAALA DHARRATIN SHARRAN YARAH. (Az-Zalzala: 1-8)

Ugusigura igisomwa c'Ukunyiganga kw'isi "Az-Zalzala":

1. Igihe isi yanyiganyijwe nya kunyiganyizwa (hakazoba ari ku musi w'izuka ry'ibiremwa);

2. Maze isi igasohora ibiri muri yo vyose (abapfuye n'ubutare);

3. Umuntu akicwa n'ubwoba n'akantu akabaza yajumarariwe ati: “Mbega yemwe! Isi yashikiwe n'iki?”.

4. Uwo musi, isi izoshikiriza inkuru z'ivyayikoreweko vyose: vyaba ivyiza canke ibibi;

5. Kuko Imana yawe Rurema Allah Yayitegetse kubishira ahabona.

6. Uwo musi, abantu bazozuka bari imigwimigwi, kugira berekwe n'Imana Allah ibikorwa vyabo Inabibahembere.

7. Uwo wese rero akora iciza n'aho coba kingana n'akanyegeri, azobona indishi yaco mu buzima bw'inyuma yo gupfa.

8. N’uwukora ikibi n’aho coba kingana n’akanyegeri, na co nyene azobona igihano caco mu buzima bw’inyuma yo gupfa

**Ikibazo ca 3: Soma igisomwa c’Ifarasi "Al'Aadiyaat" , uheze ugisigure.**

Inyishu: Ugusoma igisomwa c’Ifarasi "Al'Aadiyaat":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM

﴿وَٱلۡعَٰدِيَٰتِ ضَبۡحٗا ١ فَٱلۡمُورِيَٰتِ قَدۡحٗا ٢ فَٱلۡمُغِيرَٰتِ صُبۡحٗا ٣ فَأَثَرۡنَ بِهِۦ نَقۡعٗا ٤
فَوَسَطۡنَ بِهِۦ جَمۡعًا ٥ إِنَّ ٱلۡإِنسَٰنَ لِرَبِّهِۦ لَكَنُودٞ ٦ وَإِنَّهُۥ عَلَىٰ ذَٰلِكَ لَشَهِيدٞ ٧ وَإِنَّهُۥ لِحُبِّ ٱلۡخَيۡرِ
لَشَدِيدٌ ٨ ۞ أَفَلَا يَعۡلَمُ إِذَا بُعۡثِرَ مَا فِي ٱلۡقُبُورِ ٩ وَحُصِّلَ مَا فِي ٱلصُّدُورِ ١٠ إِنَّ رَبَّهُم بِهِمۡ يَوۡمَئِذٖ
لَّخَبِيرُۢ ١١﴾ [العاديات: 1-11]

1. WAL'AADIYAATI DWAB-HAA. 2. FAL-MUURIYAATI QAD-HAA. 3. FAL-MUGHIIRAATI SWUB-HAA. 4. FA-ATHAR-NA BIHII NAQ-'AA. 5. FAWASATW-NA BIHII JAM'AA. 6. INNA L-INSAANA LIRABBIHII LAKANUUD. 7. WA-INNAHUU ALA DHAALIKA LASHAHIID. 8. WA-INNAHUU LIHUBBI L-KHAYRI LASHADIID. 9. AFALAA YA'LAMU IDHAA BU'THIRA MAA FI L-QUBUUR. 10. WAHUSSWILA MAA FI SSWUDUUR. 11. INNA RABBAHUM BIHIM YAWMA-IDHIN LAKHABIIR. (Al'Aadiyaat: 1-11)

Insiguro y'igisomwa c'Ifarasi "Al'Aadiyaat":

1. (Jewe Allah), Ndarahiye kw’ifarasi zirukanga zihezuka mu gutera umwansi ku rugamba rwo guharanira Imana Allah;

2. N’iziruka ibinono bigacira amasase;

3. N’izitera umwansi mu gitondo;

4. Maze zigasura intumo mu kwiruka;

5. Zigana hagati y'abansi!

6. Mu vy'ukuri, umuntu ni intashima y'inema z'Imana yiwe Rurema Allah (mu kudatanga mu vyo Imusaba gutanga).

7. Mu vy'ukuri na we nyene kuri ivyo, ni icabona.

8. Mu vy'ukuri, umuntu mu gukunda amatungo ararengeje (bigatuma aba impfumbasi).

9. Mbega umuntu ntazi ibizoba bimurindiriye, igihe Imana Allah Yazuye abapfuye bava mu mva zabo kugira baharurirwe;

10. Hakanerekanwa n'ibiri mu mishaha (imizirikanyi, ivyiza canke ibibi)!

11. Mu vy'ukuri, Imana yabo Rurema kuri uwo musi Irazi neza ivyo bakoze, nta na kimwe Iyobewe

**Ikibazo ca 4: Soma igisomwa c'Umusi nkuramutima "Al-Qaari'a", uheze ugisigure..**

Inyishu: Ugusoma igisomwa c'Umusi nkuramutima "Al-Qaari'a":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM

﴿ٱلۡقَارِعَةُ ١ مَا ٱلۡقَارِعَةُ ٢ وَمَآ أَدۡرَىٰكَ مَا ٱلۡقَارِعَةُ ٣ يَوۡمَ يَكُونُ ٱلنَّاسُ كَٱلۡفَرَاشِ ٱلۡمَبۡثُوثِ ٤
وَتَكُونُ ٱلۡجِبَالُ كَٱلۡعِهۡنِ ٱلۡمَنفُوشِ ٥ فَأَمَّا مَن ثَقُلَتۡ مَوَٰزِينُهُۥ ٦ فَهُوَ فِي عِيشَةٖ رَّاضِيَةٖ ٧ وَأَمَّا
مَنۡ خَفَّتۡ مَوَٰزِينُهُۥ ٨ فَأُمُّهُۥ هَاوِيَةٞ ٩ وَمَآ أَدۡرَىٰكَ مَا هِيَهۡ ١٠ نَارٌ حَامِيَةُۢ ١١﴾ [القارعة: 1-11]

1. AL-QAARI'AH. 2. MA L-QAARI'AH. 3. WAMAA ADRAAKA MA L-QAARI'AH. 4. YAWMA YAKUUNU NNAASU KAL-FARAASHI L-MAB-THUUTH. 5. WATAKUUNU L-JIBAALU KA-L'IH-NI L-MANFUUSH. 6. FA-AMMAA MAN THAQULAT MAWAAZIINUH. 7. FAHUWA FII 'IISHATI RRAADWIYAH. 8. WA-AMMAA MAN KHAFFAT MAWAAZIINUH. 9. FA-UMMUHUU HAAWIYAH. 10. WAMAA ADRAAKA MAA HIYAH. 11. NAARUN HAAMIYAH. (Al-Qaari'a: 1-11).

Ugusigura igisomwa c'Umusi nkuramutima "Al-Qaari'a":

1. Umusi nkuramutima (ukaba ari wo musi w'umuhero w'isi).

2. Mbega, ni igiki umusi nkuramutima?

3. Ntumwa y'Imana! Ni igiki cokumenyesha ico ari co umusi nkuramutima?

4. Ni umusi, abantu bazozuka batagira iyo baja n'iyo bava, bashwiragiye nk'ibinyugunyugu bishwiragijwe;

5. N'imisozi ikaba nk'ubwoya bw'isufi busanzajwe, (butumuriwe hejuru n'umuyaga).

6. Uwo wese rero, ivyiza vyiwe bizoremera ku munzani;

7. Uyo, ni we azoba mu buzima bushimishije mu Bwami bw'ijuru.

8. Nayo uwo ivyiza vyiwe bizohwahuka ku munzani;

9. Uyo rero, uburuhukiro bwiwe ni mu manga ihonya.

10. Ntumwa y'Imana! Mbega none, ni igiki cokumenyesha ico ari co imanga ihonya?

11. Ni umuriro udahera, ururumba

**Ikibazo ca 5: Soma igisomwa c’Ukwegeranya "At-Takaathur" , uheze ugisigure.**

Inyishu: Ugusoma igisomwa c’Ukwegeranya. "At-Takaathur":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM

﴿أَلۡهَىٰكُمُ ٱلتَّكَاثُرُ ١ حَتَّىٰ زُرۡتُمُ ٱلۡمَقَابِرَ ٢ كَلَّا سَوۡفَ تَعۡلَمُونَ ٣ ثُمَّ كَلَّا سَوۡفَ تَعۡلَمُونَ ٤ كَلَّا لَوۡ تَعۡلَمُونَ عِلۡمَ ٱلۡيَقِينِ ٥ لَتَرَوُنَّ ٱلۡجَحِيمَ ٦ ثُمَّ لَتَرَوُنَّهَا عَيۡنَ ٱلۡيَقِينِ ٧ ثُمَّ لَتُسۡـَٔلُنَّ يَوۡمَئِذٍ عَنِ ٱلنَّعِيمِ ٨﴾ [التكاثر: 1-8]

1. ALHAAKUMU TTAKAATHUR. 2. HATAA ZURTUMU L-MAQAABIR. 3. KALLAA SAWFA TA'LAMUUN. 4. THUMMA KALLAA SAWFA TA'LAMUUN. 5. KALLAA LAW TA'LAMUUNA 'ILMA L-YAQIIN. 6. LATARAWUNNA L-JAHIIM. 7. THUMMA LATARAWUNNAHAA 'AYNA L-YAQIIN. 8. THUMMA LATUS-ALUNNA YAWMA-IDHIN 'ANI NNA'IIM. (At-Takaathur: 1-8).

Ugusigura igisomwa c’Ukwegeranya "At-Takaathur:

1. Bantu! Mwasamajwe n'ukwihaya ku bwinshi (bw’amatungo n’ibibondo, muraheza mureka kugamburukira Imana Allah) .

2. Mugashishikara gusamazwa n’ivyo, gushika n’aho mushengereye mugahambwa mu mva.

3. Nimuteshwe mute, murahumba! Ivyo ntibikwiye kubasamaza namba! Nimwikebuke, ubu vuba bwango muzomenya ko ubuzima bw’inyuma yo gupfa ari bwo bwiza kuri mwebwe.

4. Eka nimuteshwe mute, murahumba! Nimwikebuke, ubu vuba bwango muzomenya inkurikizi mbi z’ukutumvira Imana Allah.

5. Eka nimuteshwe mute murahumba ! Iyo mumenya vy’ukuri ibibafitiye akamaro, mworetse kwihaya ku vy’isi, mukihutira nyabuna gukora ivyiza.

6. Ni ukuri muzobona umuriro ururumba.

7. Kandi ni ukuri, muzowubona ukuri kwamye.

8. Hanyuma, ni ukuri kuri uwo musi w’impera, muzobazwa ku nema (z’ubwoko bwose) ico mwazikoresheje.

**ikibazo ca 6: Soma igisomwa c’Igihe "Al'Aswri" , uheze ugisigure.**

Inyishu: Ugusoma igisomwa c’Igihe " Al'Aswri":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM.

﴿وَٱلۡعَصۡرِ ١ إِنَّ ٱلۡإِنسَٰنَ لَفِي خُسۡرٍ ٢ إِلَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ وَتَوَاصَوۡاْ بِٱلۡحَقِّ وَتَوَاصَوۡاْ بِٱلصَّبۡرِ ٣﴾ [العصر: 1-3]

1. WAL-'ASWR. 2. INNA L-IN-SAANA LAFII KHUSR. 3. ILLA LLADHIINA AAMANUU W'AMILU SSWAALIHAATI WATAWAASWAW BIL-HAQQI WATAWAASWAW BISSWABR. (Al'Aswr: 1-3).

Ugusigura igisomwa c’Igihe "Al'Aswri":

1. Jewe Allah, Ndarahiye ku gihe, kubera ibitangaza birimwo vyerekana ubushobozi bwanje!

2. Ko mu vy’ukuri, zina kiremwa-muntu, kiri mu ruhombo;

3. Kiretse abemeye Imana Allah bagakora n'ivyiza bitegetswe, bagahanurana no kwama bashigikiye bagendera ukuri, bakanahanurana kwihangana (muri ivyo vyose).

**Ikibazo ca 7: Soma igisomwa c’Uwukwiragiza insaku "Al-Humazah" , uheze ugisigure.**

Inyishu: Ugusoma igisomwa c’Uwukwiragiza insaku "Al-Humazah":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM.

﴿وَيۡلٞ لِّكُلِّ هُمَزَةٖ لُّمَزَةٍ ١ ٱلَّذِي جَمَعَ مَالٗا وَعَدَّدَهُۥ ٢ يَحۡسَبُ أَنَّ مَالَهُۥٓ أَخۡلَدَهُۥ ٣ كَلَّاۖ لَيُنۢبَذَنَّ فِي ٱلۡحُطَمَةِ ٤ وَمَآ أَدۡرَىٰكَ مَا ٱلۡحُطَمَةُ ٥ نَارُ ٱللَّهِ ٱلۡمُوقَدَةُ ٦ ٱلَّتِي تَطَّلِعُ عَلَى ٱلۡأَفۡـِٔدَةِ ٧ إِنَّهَا عَلَيۡهِم مُّؤۡصَدَةٞ ٨ فِي عَمَدٖ مُّمَدَّدَةِۭ ٩﴾ [الهمزة: 1-9]

.WAYLU LLIKULLI HUMAZATI LLUMAZAH. 2. ALLADHII JAMA'A MAALAN WA'ADDADAH. 3. YAHSABU ANNA MAALAHUU AKH-LADAH. 4. KALLAA LAYUMBADHANNA FI L-HUTWAMAH. 5. WAMAA ADRAAKA MA L-HUTWAMAH. 6. NAARU LLAAHI L-MUUQADAH. 7. ALLATII TATTWALI'U 'ALAL-AF-IDAH. 8. INNAHAA 'ALAYHIM MU-SWADAH. 9. FII 'AMADIM MUMADDADAH. (Al-Humazah: 1-9).

Ugusigura igisomwa c’Uwukwiragiza insaku "Al-Humazah":

1. Uguhanwa nya guhanwa, ni ukw’uwo wese anegura akandagaza abantu, akwiragiza insaku (gateranya);

2. Yishinga kwegeranya amatungo no kuyaharura kenshi.

3. Mbega yibaza ko amatungo yiwe azomubeshaho ibihe bidahera akanamukingira iharurirwa!

4. Nateshwe ate, arahumba! Ni ukuri uyo muntu, azojugunywa muri ruyonza.

5. Ntumwa y'Imana! Mbega, ni igiki cokumenyesha ico ari co ruyonza?

6. Ni umuriro w’Imana Allah wama wegenyejwe;

7. Unyengetera mu mishaha.

8. Mu vy’ukuri, uwo muriro urabakikuje mu mpande zose;

9. Bazoba baboheshejwe iminyororo miremire n’amapingu; ntibazocaruka na gato.

**Ikibazo ca 8: Soma igisomwa c'Inzovu "Al-Fiil", uheze ugisigure.**

Inyishu: ugusoma igisomwa c'Inzovu "Al-Fiil":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM

﴿أَلَمۡ تَرَ كَيۡفَ فَعَلَ رَبُّكَ بِأَصۡحَٰبِ ٱلۡفِيلِ ١ أَلَمۡ يَجۡعَلۡ كَيۡدَهُمۡ فِي تَضۡلِيلٖ ٢ وَأَرۡسَلَ عَلَيۡهِمۡ طَيۡرًا أَبَابِيلَ ٣ تَرۡمِيهِم بِحِجَارَةٖ مِّن سِجِّيلٖ ٤ فَجَعَلَهُمۡ كَعَصۡفٖ مَّأۡكُولِۭ ٥﴾ [الفيل: 5-1]

1. ALAM TARA KAYFA FA'ALA RABBUKA BI-ASW-HAABI L-FIIL. 2. ALAM YAJ'AL KAYDAHUM FII TADWLIIL. 3. WA-ARSALA 'ALAYHIM TWAYRAN ABAABIIL. 4. TARMIIHIM BIHIJAARATIM MIN SIJJIIL. 5. FAJ-'ALAHUM KA'ASWFI MMA-KUUL. (Al-Fiil: 1-5).

Ugusigura igisomwa c'Inzovu "Al-Fiil:"

1. Ntumwa y'Imana! Mbega ntiwamenye ingene Imana yawe Rurema Allah Yagize beninzovu!

2. Umugambi wabo mubi, ntiyawugize impfagusa ukaburizwamwo!

3. Iraheza Ibarungikira inyoni ziri mu migwimigwi;

4. Zibatera amabuye yokeje, ziraheza zirabahonya.

5. Maze Ibagira nk'ivyatsi vyarishijwe n'intungwa hanyuma iravyuza, iraheza ibita ari amahenehene...

**Ikibazo ca 9: Soma igisomwa c'Abakorayishi "Quraysh" , uheze ugisigure.**

Inyishu: Ugusoma igisomwa c'Abakorayishi "Quraysh":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM

﴿لِإِيلَٰفِ قُرَيۡشٍ ١ إِۦلَٰفِهِمۡ رِحۡلَةَ ٱلشِّتَآءِ وَٱلصَّيۡفِ ٢ فَلۡيَعۡبُدُواْ رَبَّ هَٰذَا ٱلۡبَيۡتِ ٣ ٱلَّذِيٓ أَطۡعَمَهُم مِّن جُوعٖ وَءَامَنَهُم مِّنۡ خَوۡفِۭ ٤﴾ [قريش: 1-4]

1. LI-IILAAFI QURAYSH. 2. I-IILAAFIHIM RIHLATA SSHITAA-I WASSWAYF. 3. FAL-YA'BUDUU RABBA HAADHA L-BAYT. 4. ALLADHII ATW-'AMAHUM MIN JUU'IN WA-AAMANAHUM MIN KHAWF. (Quraysh: 1-4).

Ugusigura igisomwa c'Abakorayishi "Quraysh":

1. Kubera akamenyero k'Abakorayishi;

2. Akamenyero kabo ko kuja mu gihugu ca Yemeni kiri mu bumanuko mu rushana; no kuja mu bihugu vyo muri Shaamu biri mu buraruko mu ci, aho baja kurangura ibidandazwa, bakishira bakizana ata nkomanzi.

3. Kubera ivyo rero, nibashimire Imana Rurema Nyene iyi ngoro ntagatifu (Al-Ka'ba), babaye hambavu yayo batekaniwe; baheze bayiyegereze mu vyo bakora vyose banayisenge ari Imwe Rudende;

4. Yo Yabafunguriye Ikabakiza inzara, Ikabaha n'umutekano, Ikanababakiza ubwoba.

**Ikibazo ca 10: Soma igisomwa c'Utumaramuziro "Al-Maa'uun" , uheze ugisigure.**

Inyishu: Ugusoma igisomwa c'Utumaramuziro "AL-Maa'uun":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM.

﴿أَرَءَيۡتَ ٱلَّذِي يُكَذِّبُ بِٱلدِّينِ ١ فَذَٰلِكَ ٱلَّذِي يَدُعُّ ٱلۡيَتِيمَ ٢ وَلَا يَحُضُّ عَلَىٰ طَعَامِ ٱلۡمِسۡكِينِ ٣ فَوَيۡلٞ لِّلۡمُصَلِّينَ ٤ ٱلَّذِينَ هُمۡ عَن صَلَاتِهِمۡ سَاهُونَ ٥ ٱلَّذِينَ هُمۡ يُرَآءُونَ ٦ وَيَمۡنَعُونَ ٱلۡمَاعُونَ ٧﴾ [الماعون: 1-7]

1. ARA-AYTA LLADHII YUKADDHIBU BIDDIIN. 2. FADHAALIKA LLADHII YADU'UL YATIIM 3. WALAA YAHUDDWU 'ALAA TWA'AAMI L-MISKIIN. 4. FAWAYLU LLIL-MUSWALLIIN. 5. ALLADHIINA HUM 'AN SWALAATIHIM SAAHUUN. 6. ALLADHIINA HUM YURAA-UUN. 7. WAYAMNA'UUNA L-MAA'UUN. (Al-Maa'uun: 1-7).

Ugusigura igisomwa c'Utumaramuziro * "Al-Maa'uun":

1. Mbega warabonye uwuhakana yivuye inyuma izuka ry'ibiremwa n'impera yavyo ku musi w'izuka?

2. Uyo, ni uwuryagumba agahahaza impfuvyi (agahonyanga agateka kayo ku karenganyo);

3. Ntanahimirize gufungurira abakene, nkeswe kubafungurira we nyene.

4. Burya guhanwa nya guhanwa, ni ukw'abasenga mu buryarya;

5. Abirengagiza amasengesho yabo mu kutayasengera ku mwanya wayo no mu kutubahiriza ibisabwa vyayo;

6. Abiyerekana mu vyo bakora kugira bashimwe n'abantu;

7. Bakanimana mu kudatizanya utumaramuziro..

**Ikibazo ca 11: Soma igisomwa c'Ingabirano "Al-Kawthar", uheze ugisigure..**

Inyishu: Ugusoma igisomwa c'Ingabirano "Al-Kawthar":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM.

﴿إِنَّآ أَعۡطَيۡنَٰكَ ٱلۡكَوۡثَرَ ١ فَصَلِّ لِرَبِّكَ وَٱنۡحَرۡ ٢ إِنَّ شَانِئَكَ هُوَ ٱلۡأَبۡتَرُ ٣﴾ [الكوثر: 1-3]

1. INNAA A'TWAYNAAKA L-KAWTHAR. 2. FASWALLI LIRABBIKA WAN-HAR. 3. INNA SHAANI-AKA HUWA L-ABTAR. (Al-Kawthar: 1-3).

ugusigura igisomwa c’Ingabirano "Al-Kawthar":

1. Muvugishwamana! Mu vy’ukuri Twarakweguriye impano y’ivyiza vyinshi nta ngere kw’isi no mu buzima bw’inyuma yo gupfa.

2. Kubera ivyo rero, senga wamizeko, wongere ukerere kw’izina ry’Imana no ku bw’Imana yawe Rurema Allah.

3. Mu vy’ukuri, uwugucokora akanka n’uburongozi warungikanwe, ni we yacitswe n’ivyiza vyose, kw’isi no mu buzima bw’inyuma yo gupfa

**Ikibazo ca 12: Soma igisomwa c’Abagarariji "Al-Kaafiruuna" , uheze ugisigure.**

Inyishu: Ugusoma igisomwa c’Abagarariji "Al-Kaafiruuna":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM.

﴿قُلۡ يَٰٓأَيُّهَا ٱلۡكَٰفِرُونَ ١ لَآ أَعۡبُدُ مَا تَعۡبُدُونَ ٢ وَلَآ أَنتُمۡ عَٰبِدُونَ مَآ أَعۡبُدُ ٣ وَلَآ أَنَا۠ عَابِدٞ مَّا عَبَدتُّمۡ ٤ وَلَآ أَنتُمۡ عَٰبِدُونَ مَآ أَعۡبُدُ ٥ لَكُمۡ دِينُكُمۡ وَلِيَ دِينِ ٦﴾ [الكافرون: 1-6]

1. QUL YAA AYYUHA L-KAAFIRUUN. 2. LAA A'BUDU MAA TA'BUDUUN. 3. WALAA AN-TUM 'AABIDUUNA MAA A'BUD. 4. WALAA ANA 'AABIDUM MAA 'ABADTUM. 5. WALAA AN-TUM 'AABIDUUNA MAA A'BUD. 6. LAKUM DIINUKUM WALIYA DIIN. (Al-Kaafiruuna: 1-6).

Ugusigura igisomwa c’Abagarariji "Al-Kaafiruuna":

1. Ntumwa y’Imana! Vuga uti: “Emwe bagarariji!

2. Jewe sinsenga eka sinzonasenga ivyo musenga (ibigirwamana).

3. Na mwe ntimusenga Imana Imwe Rudende nsenga.

4. Eka nanje sinsenga uko mwebwe musenga.

5. Kandi na mwe ntimuzosenga Imana Imwe Rudende Allah nsenga.

6. Mufise idini ryanyu rero (mwadukanye), nanje nkagira idini ryanje (narungikanwe n'Imana Allah), ntarota mpindura".

**Ikibazo ca 13: Soma igisomwa c’Intsinzi "An-Naswr" , uheze ugusigure.**

Inyishu: Ugusoma igisomwa c’Intsinzi "An-Naswr":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM.

﴿وَٱلۡعَصۡرِ ١ إِنَّ ٱلۡإِنسَٰنَ لَفِي خُسۡرٍ ٢ إِلَّا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ وَعَمِلُواْ ٱلصَّٰلِحَٰتِ وَتَوَاصَوۡاْ بِٱلۡحَقِّ وَتَوَاصَوۡاْ بِٱلصَّبۡرِ ٣﴾ [العصر: 1-3]

1. IDHAA JAA-A NASWRU LLAAHI WAL-FAT-H. 2. WARA-AYTA NNAASA YAD-KHULUUNA FII DIINI LLAAHI AF-WAAJAA. 3. FASABBIH BIHAMDI RABBIKA WAS-TAGH-FIRHU INNAHUU KAANA TAWWAABAA. (An-Naswr: 1-3).

Ugusigura igisomwa c’Intsinzi "An-Naswr":

1. Ntumwa y’Imana! Igihe habonetse intsinzi y’Imana Allah, ugatsinda ababangikanyamana mu Bakorayishi, ugaheza ugahabuza igisagara ca Makka;

2. Ukabona n’abantu binjira mw’idini ry’Imana Allah ry’ubwislamu ari benshi mu migwimigwi;

3. Aho rero, uraca witegurira kurengutswa n’Imana Allah, uheze uninahaze ushimagize Imana yawe Rurema Allah, wongere uyisabe kenshi ikigongwe. Mu vy’ukuri, Yo Yamye Yumvira cane abigaya..

**Ikibazo ca 14: Soma igisomwa c’Ikiziriko "Al-Masad" , uheze ugisigure**

Inyishu: Ugusoma igisomwa c’Ikiziriko "Al-Masad":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM.

﴿تَبَّتۡ يَدَآ أَبِي لَهَبٖ وَتَبَّ ١ مَآ أَغۡنَىٰ عَنۡهُ مَالُهُۥ وَمَا كَسَبَ ٢ سَيَصۡلَىٰ نَارٗا ذَاتَ لَهَبٖ ٣ وَٱمۡرَأَتُهُۥ حَمَّالَةَ ٱلۡحَطَبِ ٤ فِي جِيدِهَا حَبۡلٞ مِّن مَّسَدِۭ ٥﴾ [المسد: 1-5]

1. TABBAT YADAA ABII LAHABIN WATABB. 2. MAA AGHNAA 'ANHU MAALUHUU WAMAA KASAB. 3. SAYASWLAA NAARAN DHAATA LAHAB. 4. WAMRA-ATUHUU HAMMAALATA L-HATWAB. 5. FII JIIDIHAA HAB-LUMMIN MASAD. (Al-Masad: 1-5).

Ugusigura igisomwa c'Ikiziriko "Al-Masad":

1. Yarahonye Abu Lahabi , aragahona ku kubera ukubangamira kwiwe Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah).

2. Amatungo yiwe, eka n'abana biwe, nta co bizomumarira ngo bimukingire ibihano vy'Imana Allah.

3. Azokwinjira mu muriro ururumba cane, maze awote;

4. Ari kumwe n'umukenyezi wiwe (Ummu Jamila), yahora yikorera amahwa akayatega mu nzira, Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) icamwo;

5. Uyo mukenyezi, azotabwa mu muriro aboheshejwe mw'izosi ikiziriko gitsivye neza..

**Ikibazo ca 15: Soma igisomwa c'Izirikanamana "Al-Ikhlaasw" , uheze ugisigure.**

Inyishu: Ugusoma igisomwa c'Izirikanamana "Al-Ikhlaasw":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM.

﴿قُلۡ هُوَ ٱللَّهُ أَحَدٌ ١ ٱللَّهُ ٱلصَّمَدُ ٢ لَمۡ يَلِدۡ وَلَمۡ يُولَدۡ ٣ وَلَمۡ يَكُن لَّهُۥ كُفُوًا أَحَدُۢ ٤﴾ [الإخلاص: 1-4]

1. QUL HUWA LLAAHU AHAD. 2. ALLAAHU SSWAMAD. 3. LAM YALID WALAM YUULAD. 4. WALAM YAKUN LAHUU KUFUWAN AHAD. (Al-Ikhlaasw: 1-4).

Ugusigura igisomwa c'Izirikanamana "Al-Ikhlaasw":

1. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Imana Allah, ni Imwe Rudende mu bumana bwayo, mu bushobozi bwo kurema no mu mazina n'amatazirano yayo.

2. Imana Allah, ni Yo Nyenugutumberwamuri vyose.

3. Ntiyavyaye kandi ntiyavyawe, eka ntigira n'umugore.

4. Kandi ntigira ikiremwa na kimwe bisa canke bisusa, haba mu mazina n'amatazirano yayo, haba no mu bushobozi bwayo".

**Ikibazo ca 16: Soma igisomwa c'Igitondo "Al-Falaq", uheze ugisigure.**

Inyishu: Ugusoma igisomwa c'Igitondo "Al-Falaq":

BISMI LLAAHI RRAHMANI RRAHIIM.

﴿قُلۡ أَعُوذُ بِرَبِّ ٱلۡفَلَقِ ١ مِن شَرِّ مَا خَلَقَ ٢ وَمِن شَرِّ غَاسِقٍ إِذَا وَقَبَ ٣ وَمِن شَرِّ ٱلنَّفَّٰثَٰتِ فِي ٱلۡعُقَدِ ٤ وَمِن شَرِّ حَاسِدٍ إِذَا حَسَدَ ٥﴾ [الفلق: 1-5]

1. QUL A'UUDHU BIRABBI L-FALAQ. 2. MIN SHARRI MAA KHALAQ. 3. WAMIN SHARRI GHAASIQIN IDHAA WAQAB. 4. WAMIN SHARRI NNAFFAATHAATI FIL-'UQAD. 5. WAMIN SHARRI HAASIDIN IDHAA HASAD. (Al-Falaq: 1-5).

Ugusigura igisomwa c'Igitondo "Al-Falaq":

1. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Ndikinze ku Mana Allah, Umuremyi w'igitondo;

2. Inkingire inabi y'ivyo Yaremye vyose;

3. N'inabi y'ijoro iyo ryijimye;

4. N'inabi y'abarozikazi bahuha mu mapfundo mu kuroga;

5. N'inabi y'umunyeshari iyo asharitse abantu ku vyo Imana Allah Yabahaye".

**Ikibazo ca 17: Soma igisomwa c'Abantu "An-Naas" uheze ugisigure.**

Inyishu: Ugusoma igisomwa c'Abantu "An-Naas":

BISMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM.

﴿قُلۡ أَعُوذُ بِرَبِّ ٱلنَّاسِ ١ مَلِكِ ٱلنَّاسِ ٢ إِلَٰهِ ٱلنَّاسِ ٣ مِن شَرِّ ٱلۡوَسۡوَاسِ ٱلۡخَنَّاسِ ٤ ٱلَّذِي يُوَسۡوِسُ فِي صُدُورِ ٱلنَّاسِ ٥ مِنَ ٱلۡجِنَّةِ وَٱلنَّاسِ ٦﴾ [الناس: 1-6]

1. QUL A'UUDHU BIRABBI NNAAS. 2. MALIKI NNAAS. 3. ILAAHI NNAAS. 4. MIN SHARRI L-WAS-WAASI L-KHANNAAS. 5. ALLADHII YUWAS-WISU FII SWUDUURI NNAAS. 6. MINA L-JINNATI WANNAAS. (An-Naas: 1-6).

Ugusigura igisomwa c'Abantu "An-Naas":

1. Ntumwa y'Imana! Vuga uti: "Ndikinze ku Mubungabunzi w'abantu bose;

2. Umwami Mugaba w'abantu, Yikenuye;

3. Imana Nyene gusengwa n'abantu, ata yindi mana ikwiye gusengwa atari Yo;

4. Inkingire inabi ya shetani itera amazinda kenshi (iyo umuntu agoswe; ikanyegera iyo aninahaje Imana Allah);

5. Itera amazinda n'amakenga mu mitima y'abantu, ikabosha gukora ibibi no kureka ibitegetswe;

6. Ikomoka mu bwoko bw'Amajini n'ubw'abantu

*******

## IKIGABANE CEREKEYE INYIGISHO Z'INTUMWA

**Ubumenyi bw'inyigisho n'imigenzo vy'intumwa. Ijambo "Al-Hadiith", risigura ivyakiriwe ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) mu majambo, canke mu migirwa, canke ivyakozwe mu maso yayo hanyuma ntiyabibuza. Hari n'igihe iryo jambo risigura ukuntu yari aremye canke ukuntu yigenza mu buzima bwa misiyose..**

Inyigisho ya mbere y'intumwa:

**Ikibazo ca 1: Heraheza iyi nyigisho y'intumwa "Mu vy'ukuri ibikorwa vyose vyakirwa hisunzwe izirikanabikorwa (vyakoranywe)...", uheze uvuge zimwe mu nyungu zayo.**

Inyishu: Indongozi y'abemeramana Se wa Hafswa, Omari mwene Al-Khattwaab (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Narumvise Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) ivuga iti: "Mu vy'ukuri ibikorwa vyose vyakirwa hisunzwe izirikanabikorwa (vyakoranywe); kandi mu vy'ukuri umuntu wese arafise ico yazirikanye. Kubera ivyo rero, uwuzoba yimutse ava i Makka agana i Madina ku bw'Imana n'Intumwa yayo, ukwimuka kwiwe azoguhemberwa ku bw'Imana n'Intumwa yayo. Uwuzoba na we yimutse arondera ivy'isi canke akurikiye umukenyezi yabira, ukwimuka kwiwe azoguhemberwa bivanye n'ivyo yakurikiye". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim.

Zimwe mu nyungu ziri muri iyi nyigisho y'intumwa, ni izi zikurikira:

1. Ni ngombwa kugira izirikanabikorwa mu gihe co gukora igikorwa ico ari co cose; nk'isengesho, ukwipfunga, ugushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka, n'ibindi.

2. Ni ngombwa kugira izirikanamana mu gihe c'izirikanabikorwa.

Inyigisho y'intumwa igira kabiri

**Ikibazo ca 2: Heraheza iyi nyigisho y'intumwa "Uwuzokwadukana ikintu gishasha mw'idini ryacu,...", uheze uvuge zimwe mu nyungu zayo..."**

Inyishu: Umuvyeyi w'abemeramana nyina wa Abdillaahi Aisha (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Uwuzokwadukana ikintu gishasha mw'idini ryacu, kidafise inkomoko muri ryo (mu nyigisho zacu, canke muri Qor'ani), kizosubizwa inyuma (ntikizokwemerwa)". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim.

Zimwe mu nyungu ziri muri iyi nyigisho y'intumwa, ni izi zikurikira:

1. Ukubuza kugira ivyadukano mw'idini.

2. Ibikorwa vy'ivyadukano mw'idini, ntivyemerwa n'Imana Allah.

Inyigisho igira gatatu y'intumwa:

**Ikibazo ca 3: Heraheza iyi nyigisho "Umusi umwe twari duteramanye n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah),....", uheze uvuge zimwe mu nyungu zayo.**

Inyishu: Omari mwene Al-Khattwaabi (Imana Allah Imwishimire) yarakiriye inyigisho ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), aho yavuze ati: "Umusi umwe twari duteramanye n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), ni ho twabona haserutse umugabo umwe yambaye impuzu zera derere, afise n'umushatsi wirabura tsiritsiri, nta kimenyetso na kimwe cerekana ko yari ari ku rugendo, kandi nta n'umwe yari amuzi muri twebwe; ni ho yaza, aca yicara akomanije amavi yiwe n'ay'Intumwa y'Imana, aca ashira ibiganza vyiwe ku mavi y'Intumwa, araheza avuga ati: "Ewe Muhamadi! nyiganira ico ari co ubwislamu!". Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) ica imubwira iti: "Ubwislamu ni ukwemanga, ukemera ko ata yindi mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Imana Allah, kandi ko Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) ari Intumwa y'Imana. Inyuma y'aho ugatsimbataza amasengesho, ugatanga

ishikanwa-bwirizwa (ZAKAAT), ukipfunga mu kwezi kwa Ramadhani, ukaja gushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka mu gihe ufise ubushobozi (guhiji) ". Nya mugabo ati: "Uvuze ukuri". Omari (Imana Allah Imwishimire), avuga ati: "Yaradutangaje ingene yabaza agaca yemera (inyishu bamuhaye)”. Arasubira avuga ati: "Nyiganira ico ari co ukwemera!”. Intumwa iramwishura iti: " Ukwemera, ni ukwemera Imana Imwe Rudende Allah, Abamalayika bayo, Ibitabu vyayo, Intumwa zayo, umusi w’umuhero w’isi hamwe no kwemera ivyagezwe n’Imana vyose; ivyiza n’ibibi". Wa mugabo aca yishura ati: "Uvuze ukuri". Arongera avuga ati: "Nyiganira ico ari co ubugwaneza!”. Intumwa imubwira iti: "Ubugwaneza, ni ukwiyegereza Imana Allah mu vyo ukora vyose, ukayisenga mw'ituze nk'uko woba uyibona ukuri kwamye, maze ukamenya ko wewe niwaba utayibona imbona nkubone, Yoyo Irakubona. Nya mugabo arongera ati: " Mbwira rero ku vyerekeye umuhero w'isi, igihe uzoshikira!". Intumwa y'Imana iti :" Uwubajijwe ico kibazo , si we azi inyishu yaco gusumba uwakibajije". Uri uwundi ashishikara abaza ati: " Nyiganira ku bijanye n'ibimenyetso vy'umuhero w'isi!". Intumwa y'Imana ica yishura iti: " Uzobona umujakazi avyara inabuja wiwe, ubone abantu batambaye ibirato, bambaye ubusa, ubutunzi bafise butabasa ngo bagire n'ico bimariye, barangwa n'ingeso z'abungere b'intungwa, barusharushanwa kwubaka amagorofa". Wa mugabo yaciye yigira. Haciye akanya gato, Intumwa ica ivuga iti: " Ewe Omari! Mbega wamenye uwariko arabaza?". Nanje nca ndishura nti: " Ihibambewe! Imana Allah hamwe n'Intumwa yayo ni bo bazi gusumba". Intumwa ica ivuga iti : " Urya wabonye, yari umumalayika Jibrili yaje kugira ngo abigishe ivyerekeye idini ryanyu". Yashikirijwe na Muslim.

Zimwe mu nyungu ziri muri iyi nyigisho y'intumwa, ni izi zikurikira:

- Ukwerekana ko inkingi zitanu z'ubwislamu, na zo zikaba ari izi zikurikira:

- Ukwemanga ku mutima no kwatura ku rurimi ko ata mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Imana Allah, n'uko Muhamadi ari Intumwa y'Imana Allah.

3 Ugutsimbataza isengesho.

- Ugutanga ishikanwa-bwirizwa (ZAKAT).

- Ugupfunga ukwezi kwa Ramadhani.

- Ugushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka.

4. Ukwerekana inkingi zitandatu z'ukwemera. Na zo zikaba ari izi zikurikira:

- Ukwemera Imana Imwe Rudende Allah.

- Ukwemera abamalayika bayo.

- Ukwemera Ibitabu vyayo.

- Ukwemera Intumwa zayo.

- Ukwemera umusi w'iherezo.

- Ukwemera ivyagezwe n'ishirwa mu ngiro ryavyo: vyaba vyiza canke bibi.

5. Ukwerekana inkingi y'ubugwaneza; na yo ikaba ari uko wiyegereza Imana Allah mu vyo ukora vyose nk'aho woba uyibona imbere yawe; mu gihe rero woba utayibona ukuri kwamye, ukamenya ko Yoyo Ikubona ukuri kwamye.

6. Ukwerekana ko umusi w'umuhero w'isi, ata n'umwe azi isango uzoshikirako kiretse Imana Allah Yonyene.

Inyigisho igira kane y'intumwa

**Ikibazo ca 4: Heraheza iyi nyigisho : "Umwemeramana afise ukwemera gutunganye kurusha abandi, ni ...", uheze udondagure zimwe mu nyungu zayo..**

Inyishu: Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Umwemeramana afise ukwemera gutunganye kurusha abandi koko , ni uwurangwa n'ingeso hamwe n'imigenzo myiza kubasumba"" Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy. Anavuga ko iyi nyigisho ari nziza yemewe

Zimwe mu nyungu ziri muri iyi nyigisho y'intumwa, ni izi zikurikira:

1. Uguhimiriza abantu kurangwa n'ingeso nziza.

2. Ukurangwa n'ingeso nziza koko, kuri mu bitunganya ukwemera kw'umuntu.

3. Ukwemera kw'umuntu kuriyongera kukanagabanuka.

Inyigisho igira gatanu y'intumwa

**Ikibazo ca 5: Heraheza iyi nyigisho y'intumwa: "Umuntu uwo ari we wese azorahira kw'izina ry'ikintu atari iry'Imana Allah,...", uheze udondagure zimwe mu nyungu zayo."**

Inyishu: Abdillaahi mwene Omari (Imana Allah Ibishimire bompi) , yavuze ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze ati: "Umuntu uwo ari we wese azorahira kw'izina ry'ikintu atari iry'Imana Allah, nta nkeka ko azoba ahakanye canke abangikanyije Imana Allah". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy.

Zimwe mu nyungu ziri muri iyi nyigisho y'intumwa, ni izi zikurikira:

- Ntibirekuwe kurahira kw'izina ritari iry'Imana Allah.

- Ukurahira kw'izina ry'ikitari Imana Allah, ni ibangikanyamana rito.

Inyigisho igira gatandatu y'intumwa:

**Ikibazo ca 6: Heraheza iyi nyigisho y'intumwa : "Umwe muri mwebwe, ntaremera bikwiye, mu gihe atarashika aho ankunda gusumba...", uheze udondaguree zimwe mu nyungu zayo."**

Inyishu: Anasi (Imana Allah Imwishimire) yarakiriye inyigisho y'intumwa, aho yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: " Umwe muri mwebwe ntaremera bikwiye, mu gihe atarashika aho ankunda gusumba uko akunda umuvyeyi wiwe, umwana wiwe n'abantu bose''. Yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim.

Zimwe mu nyungu ziri muri iyi nyigisho y'intumwa, ni izi zikurikira:

- Ni ngombwa gukunda Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) kuruta vyose.

- Ugukunda Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) kuruta vyose, kuri mu bitunganya ukwemera kw'umuntu.

Inyigisho igira indwi y'intumwa

**Ikibazo ca 7: Heraheza iyi nyigisho y'intumwa: "Umwe muri mwebwe ntaremera vy'ukuri, mu gihe atarashika aho yipfuriza umuvukanyi wiwe...", uheze udondagure zimwe mu nyungu zayo.**

Inyishu: Anasi (Imana Allah Imwishimire), yarakiriye inyigisho y'intumwa aho yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Umwe muri mwebwe ntaremera vy'ukuri, mu gihe atarashika aho yipfuriza umuvukanyi wiwe , kirya umutima wiwe ukunda". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim.

Zimwe mu nyungu ziri muri iyi nyigisho y'intumwa, ni izi zikurikira:

1. Umwemeramana abwirizwa kwipfuriza abemeramana kuronka ivyiza nk'ivyo we nyene yipfuza ko yoronka.

2. Ukwipfuriza abemeramana ivyiza umutima wiwe ukunda, kuri mu bitunganya ukwemera kw'umuntu.

Inyigisho igira umunani y'intumwa:

**Ikibazo ca 8: Heraheza iyi nyigisho y'intumwa: "Ndarahiye kw'izina ry'uwufise umushaha wanje mu minwe yiwe!...", uheze udondagure zimwe mu nyungu zayo.**

Inyishu: Abu sa'iid (Imana Allah Imwishimire) , yarakiriye inyigisho y'intumwa aho yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Ndarahiye kw'izina ry'Uwufise umushaha wanje mu minwe yiwe! Ko mu vy'ukuri, indishi yo gusoma

igisomwa "Al-Ikhlaasw", ingana n'indishi yo gusoma ica gatatu ca Qor'ani". yashikirijwe na Al-Bukhaariy.

Zimwe mu nyungu ziri muri iyi nyigisho y'intumwa, ni izi zikurikira:

1. Ivyiza vyo gusoma igisomwa "Al-Ikhlaasw".

2. Ivyiza vyo gusoma igisomwa "Al-Ikhlaasw", bingana n'ivyiza vyo gusoma ica gatatu ca Qor'ani.

Inyigisho igira icenda y'intumwa ::

**Ikibazo ca 9: Heraheza iyi nyigisho y'intumwa: "Ijambo "LAA HAWLA WALAA QUWWATA ILLAA BILLAAH", ni ... ", uheze udondagure zimwe mu nyungu zayo.**

Inyishu: Abu Musa (Imana Allah Imwishimire), yarakiriye inyigisho y'intumwa aho yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Ijambo "LAA HAWLA WALAA QUWWATA ILLAA BILLAAH", ni kimwe mu butunzi bw'integabizoza bwo mu Bwami bw'ijuru". (Nta buhinga bwo guhunga ibicumuro, eka nta n'inguvu zo gukora ibitegetswe, kiretse mu gihe nshobojwe n'Imana Allah). Yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim.

Zimwe mu nyungu ziri muri iyi nyigisho y'intumwa, ni izi zikurikira:

1. Ivyiza vyo kuvuga no kugendera iryo jambo, ni uko ari kimwe mu bigize ubutunzi kama bwo mu Bwami bw'ijuru.

2. Ukwemanga kw'umuntu ko ata buhinga ata n'inguvu afise ubwiwe, kiretse mu gihe yishimikije Imana Allah.

Inyigisho igira cumi y'intumwa:

**Ikibazo ca 10: Heraheza iyi nyigisho y'intumwa: "Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri, mu mubiri hariho igihimba,...", uheze udondagure zimwe mu nyungu zayo..”**

Inyishu: An-Nu'maani mwene Bashiir (Imana Allah Ibishimire bompi), yarakiriye inyigisho y'intumwa, aho yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti:

"Bantu, nimwumve mwumvireho! Mu vy'ukuri mu mubiri hariho igihimba, iyo kibaye ciza kigatungana, umubiri wose uraheza ukaba mwiza ugatungana. Iyo naho cononekaye, umubiri wose uraheza ukononekara. Bantu, nimwumve mwumvireho! Ico gihimba, ni umushaha". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim.

Zimwe mu nyungu ziri muri iyi nyigisho y'intumwa, ni izi zikurikira:

1. Itungana ry'umushaha, ni ryo tungana ry'ibikorwa biboneka n'ibihishije.

2. Ukwitwararika gutunganya umushaha imbere y'ibikorwa , kuko ari ryo soko ryo gutungana kw'umuntu.

Inyigisho igira iya cumi na rimwe y'intumwa:

**Ikibazo ca 11: Heraheza iyi nyigisho y'intumwa: "Uwo wese, ijambo ryiwe rya nyuma avuze ari ku mpfiro, ari "LAA ILAAHA ILLA LLAAH", ...", uheze udondagure zimwe mu nyungu zayo."**

Inyishu: Mu'aadhi mwene Jabali (Imana Allah Imwishimire) , yarakiriye inyigisho y'intumwa aho yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Uwo wese, ijambo ryiwe rya nyuma avuze ari ku mpfiro, ari "LAA ILAAHA ILLA LLAAH", azokwinjira mu Bwami bw'ijuru" Yashikirijwe na Abu Dawudi.

Zimwe mu nyungu ziri muri iyi nyigisho y'intumwa, ni izi zikurikira:

1. Ivyiza vyo kuvuga ijambo "LAA ILAAHA ILLA LLAAH": Uwuvuze iryo jambo yemera ivyo ryigisha, abigendera, rizomwinjiza mu Bwami bw'ijuru.

2. Ivyiza vyo gushobozwa kuba ijambo "LAA ILAAHA ILLA LLAAH", ari ryo jambo rya nyumwa umuntu avuze mu gihe ari ku mpfiro.

Inyigisho igira ya cumi na kabiri y'intumwa :

**Ikibazo ca 12: Heraheza iyi nyigisho y'intumwa: "Umwemeramana w'ukuri, ntiyama yaneguye abandi,**

**ntavumagurana ,...", uheze udondagure zimwe mu nyungu zayo..”**

Inyishu: AbdulLaahi mwene Mas'uudi (Imana Allah Imwishimire), yarakiriye inyigisho y'intumwa, aho yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Umwemeramana w’ukuri, ntiyama yaneguye abandi, ntavumagurana , ntakora ikibi, eka ntanarangwa n’akarimi kabi”. Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy.

Zimwe mu nyungu ziri muri iyi nyigisho y'intumwa, ni izi zikurikira:

1. Ukubuzwa kuvuga amajambo yose mabi n'ay'imburakimazi.

2. Ukureka kuvuga amajambo mabi n'ay'imburakimazi, biri mu mico iranga umwemeramana.

Inyigisho igira iya cumi na gatatu y'intumwa:

**Ikibazo ca 13: Heraheza iyi nyigisho y'intumwa: "Ubutore bw'ubwislamu bw'umuntu,...", uheze udondagure zimwe mu nyungu zayo.**

Inyishu: Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire) yarakiriye inyigisho y'intumwa, aho yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Ubutore bw'ubwislamu bw'umuntu, ni ukureka kwitwararika ibitamuraba" Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy n'abandi.

Zimwe mu nyungu ziri muri iyi nyigisho y'intumwa, ni izi zikurikira:

1. Umuntu akwiye kureka ibitamuraba, mu vyerekeye ubuzima bw'abantu haba mw'idini canke mu kuntu babayeho kw'isi.

2. Ukureka kw'umuntu ibitamuraba, kuri mu bitunganya ubwislamu bwiwe.

Inyigisho igira iya cumi na kane y'intumwa:

## Ikibazo ca 14: Heraheza iyi nyigisho y'intumwa: "Uwuzosoma urudome rumwe mu Gitabu c'Imana Allah ca Qor'ani,...", uheze udondagure zimwe mu nyungu zayo..."

Inyishu: Abdillaahi mwene Mas'uudi (Imana Allah Imwishimire) , yarakiriye inyigisho y'intumwa aho yavuze ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yavuze ati: "Uwuzosoma urudome rumwe mu Gitabu c'Imana Allah ca Qor'ani, azoruronkera indishi ingana n'iciza kimwe; iciza na co kigwizwa (mu mpembo) incuro cumi; aha si mvuze ngo: "Alif Laam Miim" ni urudome rumwe! Ariko "Alif" ni urudome, "laam" ni urundi, na "Miim" rukaba urundi rudome". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy.

Zimwe mu nyungu ziri muri iyi nyigisho y'intumwa, ni zi zikurikira:

1. Ivyiza vyo gusoma Qor'ani.

2. Urudome urwo ari rwo rwose umuntu asomye, aruhemberwa ivyiza vyinshi

*******

**IKIGABANE C'IVYEREKEYE URUPFASONI RW'IKISLAMU Ubumenyi bw'ibijanye n'urupfasoni Urupfasoni rw'ikislamu : Ni ihuriro z'inyifato n'imigirwa vyiza bihimbaye, vyigishwa mu mabwirizwa y'ubwislamu, bikaba bihurikiyemwo, urupfasoni rusabwa mu kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah hamwe rero n'urupfasoni rusabwa mu kubana n'ibiremwa vyayo.**

**Urupfasoni rusabwa mu kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah:**

**Ikibazo ca 1: Urupfasoni rusabwa mu kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah, rwubahirizwa gute?**

Inyishu:

1. Urupfasoni rusabwa mu kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah, rwubahirizwa mu kwubaha no mu kwubahiriza Imana Allah. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَمَا قَدَرُواْ ٱللَّهَ حَقَّ قَدْرِهِۦ وَٱلْأَرْضُ جَمِيعًا قَبْضَتُهُۥ يَوْمَ ٱلْقِيَٰمَةِ وَٱلسَّمَٰوَٰتُ مَطْوِيَّٰتُۢ بِيَمِينِهِۦۚ سُبْحَٰنَهُۥ وَتَعَٰلَىٰ عَمَّا يُشْرِكُونَ ٦٧﴾ [الزمر: 67]

﴿Ababangikanyamana, ntibigeze baha namba Imana Allah icubahiro kiyikwiye mu kuyibangikanya n'ibiremwa, mu gihe ari Yo Nyenubushobozi; isi yose ku musi w'izuka izoba iri mu gipfunsi cayo; amajuru na yo azingwazingwe akonywakonywerezwe mu kuryo kwayo. Nihaninahazwe rero Imana Allah, Yongere Ihabwe n'icubahiro nta ngere mu buryo burengeye cane ivyo ababangikanyamana bayibangikanya﴾. (Az-Zumar: 67).

2. Ukuyiyegereza mu vyo umuntu akora vyose akanayisenga atayibangikanya na kimwe mu biremwa. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَمَآ أُمِرُوٓاْ إِلَّا لِيَعۡبُدُواْ ٱللَّهَ مُخۡلِصِينَ لَهُ ٱلدِّينَ حُنَفَآءَ وَيُقِيمُواْ ٱلصَّلَوٰةَ وَيُؤۡتُواْ ٱلزَّكَوٰةَۚ وَذَٰلِكَ دِينُ ٱلۡقَيِّمَةِ ٥﴾ [البينة: 5]

﴿ Nta n'ikindi bategetswe gukora mu mabwirizwa bahawe, atari ukwiyegereza Imana Allah mu vyo bakora vyose banayisenga ari Imwe Rudende, beze idini ryayo batayibangikanya, batsimbataze n'amasengesho ku mwanya, banatange n'ishikanwa-bwirizwa﴾ . (Al-Bayyina: 5).

3. Ukuyumvira muri vyose. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿سَيَهۡدِيهِمۡ وَيُصۡلِحُ بَالَهُمۡ ٥﴾ [محمد: 5]

﴿ Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimushishikare mwumvira Imana Allah﴾. (Muhammad: 33).

4. Ukutayigabitanyiriza mu vyo Ibwirije. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَمَن يَعۡصِ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ وَيَتَعَدَّ حُدُودَهُۥ يُدۡخِلۡهُ نَارًا خَٰلِدٗا فِيهَا وَلَهُۥ عَذَابٞ مُّهِينٞ ١٤﴾ [النساء: 14]

﴿ Uwo wese azogabitaniriza Imana Allah n'Intumwa yayo mu guhakana yivuye inyuma amabwirizwa yayo, maze akayarengako canke akayahindura, Imana Allah Izomwinjiza mu muriro, awubemwo ibihe bidahera, aranategekanirijwe n'ibihano bisuzuguza﴾ . (An-Nisaa-i: 14).

5. Ukuyishimira no kuyishimagiza ku mpano no ku nema zayo, umuntu atoshobora guharura. Imana Allah Yavuze Iti::

﴿فَكُلُواْ مِمَّا رَزَقَكُمُ ٱللَّهُ حَلَٰلٗا طَيِّبٗا وَٱشۡكُرُواْ نِعۡمَتَ ٱللَّهِ إِن كُنتُمۡ إِيَّاهُ تَعۡبُدُونَ ١١٤﴾ [النحل: 114]

﴿ Bemeramana! Nimufungure mu vyiza birekuwe Imana Allah Yabahaye, muheze mushime inema z'Imana Allah mu kuyigamburukira nimwaba koko ari Yo mwiyegereza mu vyo mukora vyose﴾. (An-Nahl: 114).

6. Ukwihanganira ivyagezwe kuri wewe, mu gihe bigushikiye. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَأَطِيعُواْ ٱللَّهَ وَرَسُولَهُۥ وَلَا تَنَٰزَعُواْ فَتَفۡشَلُواْ وَتَذۡهَبَ رِيحُكُمۡۖ وَٱصۡبِرُوٓاْۚ إِنَّ ٱللَّهَ مَعَ ٱلصَّٰبِرِينَ ٤٦﴾ [الأنفال: 46]

﴿ Kubera ivyo rero, ba mwihangana ku rugamba. Mu vy'ukuri, Imana Allah Iri kumwe n'abihangana mu kubatera intege no mu kubashikana ku ntsinzi﴾. (Al-Anfaal: 46).

**Urupfasoni rusabwa kubahirizwa ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah):**

**Ikibazo ca 2: Urupfasoni rusabwa mu kwubaha no mu kwubahiriza Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), rwubahirizwa gute?**

Inyishu: Urupfasoni rusabwa mu kwubaha no mu kwubahiriza Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), rwubahirizwa mu gukora ibi bikurikira:

1. Ugukurikira n'ukwigana Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah). Imana Allah Yavuze Iti:

﴿لَّقَدۡ كَانَ لَكُمۡ فِي رَسُولِ ٱللَّهِ أُسۡوَةٌ حَسَنَةٞ لِّمَن كَانَ يَرۡجُواْ ٱللَّهَ وَٱلۡيَوۡمَ ٱلۡأٓخِرَ وَذَكَرَ ٱللَّهَ كَثِيرٗا ٢١﴾ [الأحزاب: 21]

﴿ Bemeramana! Ni ukuri, murafise akarorero keza mwokwisunga mu nyigisho no mu migenzo vy'intumwa. Uwisunga rero inyigisho

n'imigenzo vy'intumwa, ni uwizeye ko azohura n'Imana Allah, akemera n'umusi w'iherezo, maze akaninahaza akanatazira Imana Allah kenshi ayishimira﴾. (Al-Ahzaab: 21).

2. Ukwumvira Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) mu vyo yashikirije..

3_Ukutagabitanyiriza Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah). Imana Allah Yavuze Iti::

﴿مَّن يُطِعِ ٱلرَّسُولَ فَقَدۡ أَطَاعَ ٱللَّهَۖ وَمَن تَوَلَّىٰ فَمَآ أَرۡسَلۡنَٰكَ عَلَيۡهِمۡ حَفِيظٗا٨٠﴾ [النساء: 80]

﴿ Uwo wese yumviye Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah)، agakurikiza n'inyigisho zayo, ni ukuri aba yumviye Imana Allah, yubahirije n'amabwirizwa yayo. Nayo uwirengagije kwumvira Imana Allah n'Intumwa yayo, namenye ko wewe Tutakurungitse kugenzura no kubungabunga ibikorwa vy'abirengagiza ngo ubibahanire﴾. (An-Nisaa-i: 80)

4. Ukuyemera mu kwemanga ata gushidikanya ivyo yashikirije. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَمَا يَنطِقُ عَنِ ٱلۡهَوَىٰٓ٣ إِنۡ هُوَ إِلَّا وَحۡيٞ يُوحَىٰ٤﴾ [النجم: 3-4]

Kandi ntavuga yisunze ivyipfuzo vyiwe; Qor'ani n'imigenzo yiwe, si ikindi kiretse ko ari ihishurwa yahishuriwe n'Imana Allah﴾. (An-Najm: 3-4).

5. Ukutadukana bishasha vyongewe ku nyigisho n'imigenzo vy'intumwa. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Uwuzokwadukana ikintu gishasha mw'idini ryacu, kidafise inkomoko muri ryo (mu nyigisho zacu, canke muri Qor'ani), kizosubizwa inyuma (ntikizokwemerwa)". Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim..

6. Ugukunda Intumwa (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) kurusha uko wikunda wewe hamwe n'abandi bose. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Umwe muri mwebwe ntaremera bikwiye, mu gihe atarashika aho ankunda gusumba uko akunda umuvyeyi wiwe, umwana wiwe n'abantu bose''. Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

. 7. Ukuyubaha n'ukuyitabara, hamwe n'uguharanira inyigisho n'imigenzo vyayo ko vyubahirizwa. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿لِّتُؤۡمِنُواْ بِٱللَّهِ وَرَسُولِهِۦ وَتُعَزِّرُوهُ وَتُوَقِّرُوهُۚ وَتُسَبِّحُوهُ بُكۡرَةٗ وَأَصِيلًا ٩﴾ [الفتح: 9]

﴿Bantu! Ivyo vyose rero, Twabigize kugira mwemere Imana Allah n'Intumwa yayo, muharanire n'intsinzi y'idini ry'Imana Allah, muheze mwubahe Imana Allah, mwongere muyininahaze muyitazire igitondo n'umugoroba﴾. (Al-Fat-h: 9)

Urupfasoni rusabwa kwubahirizwa ku bavyeyi:

**Ikibazo ca 3: Urupfasoni rusabwa ku bavyeyi, rwubahirizwa gute?**

**Inyishu: Urupfasoni rusabwa ku bavyeyi, rwubahirizwa mu gukora ibi bikurikira: 1. Ukwumvira abavyeyi mu bitari ivyaha.**

1. Ukubafasha mu bikorwa vya misiyose.

2. Ukubafasha mu kubatera inkunga vyo bakeneye.

3. Ukubakemurira ingorane bafise.

4. Ukubasabira ku Mana Allah.

5. Ukubaganiriza mu rupfasoni; kiranazira rero kubabwira n'ijambo ryo kubimyoza uti: "syi !".

6. Ukubamwenyurira. Kirazira rero kunyinyirwa mu maso yabo.

7. Ukutabarenza urwamo, maze ukabumviriza ata kubacira mw'ijambo; Ukutabahamahara kw'izina, ahubwo ukabahamagara uti: Mawe! Dawe!

8. Ukudodora imbere yo kwinjira mu gihe bari mu cumba.

9. Ukubasoma ku kuboko no ku mutwe. Imana Allah Yavuze Iti: ﴿Muntu! Imana yawe Rurema Allah, Yabwirije ko hatokwiyegerezwa mu bikorwa no mu gusenga ikintu na kimwe kiretse Yo gusa, n'uko hubahwa hakubahirizwa n'abavyeyi mu bugwaneza, na canecane bageze mu za bukuru. Nihagira rero umwe muri bo ashika mu za bukuru canke bompi, ntukabashireko isoni mu ngiro canke mu mvugo, n'aho kwoba ari ukubimyoza gusa; ntukanabakankamire na rimwe, ahubwo uraheza ubabwire amajambo meza mu rupfasoni; Uheze wicishe bugufi kuri bo mu kubumvira impuhwe, wongere ubasabire uvuga uti:

﴿۞ وَقَضَىٰ رَبُّكَ أَلَّا تَعۡبُدُوٓاْ إِلَّآ إِيَّاهُ وَبِٱلۡوَٰلِدَيۡنِ إِحۡسَٰنًاۚ إِمَّا يَبۡلُغَنَّ عِندَكَ ٱلۡكِبَرَ أَحَدُهُمَآ أَوۡ كِلَاهُمَا فَلَا تَقُل لَّهُمَآ أُفّٖ وَلَا تَنۡهَرۡهُمَا وَقُل لَّهُمَا قَوۡلٗا كَرِيمٗا ٢٣ وَٱخۡفِضۡ لَهُمَا جَنَاحَ ٱلذُّلِّ مِنَ ٱلرَّحۡمَةِ وَقُل رَّبِّ ٱرۡحَمۡهُمَا كَمَا رَبَّيَانِي صَغِيرٗا ٢٤﴾ [الإسراء: 23-24]

“Mana yanje Rurema Allah! Girira impuhwe nta ngere abavyeyi banje, nk'uko banyihanganiye bakandera nkiri muto﴾. (Al-Israa-i: 23-24)

Vyarakiriwe mu nyigisho y'intumwa ko hari umuntu yaje ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) amusaba ko yomurekurira kuja ku rugamba rwo guharanira idini ry'Imana Allah, aca amubaza ati: "Uracafise abavyeyi?". Nya mugabo aca yishura ati: "Egome, ndacabafise! ". Aca amubwira ati: "Enda rero nyabuna, haranira ku bitwararika ha kuja ku rugamba guharanira idini". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy

**Urupfasoni rusabwa mu kubana n'abavandimwe bawe b' amaraso:**

## Ikibazo ca 4: Ni gute nokwunga ubuvandimwe bw'abo dusangiye amaraso?

Inyishu: Ibisabwa mu kwunga ubuvandimwe, ni ibi bikurikira:

1. Ni ukuja kuramutsa abo muvukana; nka mwenewanyu, mushikawe, sowanyu, nyogosenge, nyokorome, n'abandi.

2. Ukubagirira ubugwaneza mu kubayagisha neza no mu kubafasha ivyo bakeneye.

3. Ukubaza agakuru kabo no kwitwararika kumenya ukuntu babayeho. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿فَهَلۡ عَسَيۡتُمۡ إِن تَوَلَّيۡتُمۡ أَن تُفۡسِدُواْ فِي ٱلۡأَرۡضِ وَتُقَطِّعُوٓاْ أَرۡحَامَكُمۡ ٢٢﴾ [محمد: 22]

"Mu gihe rero mwogenza umugongo mukirengagiza Qor'ani n'inyigisho z'intumwa, mwoca mugenzwa n'ubwononyi bwo kugarariza no gusesa amaraso kw'isi, hamwe rero no guca ubuvandimwe bw'abo musangiye amaraso". (Muhammad: 22)

Hari n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Ntazokwinjira mu Bwami bw'ijuru, uwuca ubuvandimwe". Yashikirijwe na Muslim.

## Urupfasoni rusabwa mu kubana na benewanyu musangiye ukwemera:

## Ikibazo ca 5: Ni gute nobana na benewacu hamwe n'abagenzi?

Inyishu: Urupfasoni rusabwa mu kuntu wobana na benewanyu hamwe n'abagenzi, ni uru rukurikira:

1. Ndakunda nkanahitamwo abarangwa n'ingeso nziza, nkaheza nkabagira abagenzi.

2. Nirinda gucudika n'abagenzi barangwa n'ingeso mbi. Hari n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Ntukagire umugenzi, kiretse

umwemeramana; kandi ntakarye imfungurwa zawe, kiretse umugamburukiramana". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Abu Dawudi.

3. Ndaramutsa abagenzi nkanabakora mu minwe. Hari n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Nta bislamu babiri bahura bagaheza bakaramukanya bakoranye mu minwe , kiretse ko bababarirwa ivyaha vyabo imbere yuko basezerana". Yshikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhiy.

4. Ndabasuhuza mu gihe barwaye, nkanabasabira kuronka mitende ndabipfuriza gukira.

5. Ndasabira uwasamuye muri bo.

6. Nkitaba ubutumire mu gihe hagize uwuntumira muri bo. Hari n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Agateka k'umwislamu ku wundi mwislamu, kagizwe n'ibintu bitanu: Ukwishura indamutso y'amahoro, ugusuhuza umurwayi, Uguherekeza ikiziga ciwe, Ukwitaba ubutumire bwiwe, hamwe rero n'ugusabira uwasamuye". Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

7. Ukumuhanura. Hari n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Uwo wese ahanuye mwenewabo gukora ikintu, azi neza ko ikibereye gukora atari kirya amuhanuye gukora, aba amuhemukiye". Yashikirijwe na Abu Dawudi.

8. Ndamutabara mu gihe arenganijwe. Mu gihe arenganije naho, ndamama nkamubuza kurenganya. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Uratabara mwenewanyu mu gihe arenganije no mu gihe arenganijwe". Umuntu umwe aca arabaza ati: "Ntumwa y'Imana! Kumutabara mu gihe arenganijwe, birumvikana cane. Ubona nomutabara gute mu gihe yoba arenganije !". Intumwa ica imwishura iti: "Uraheza ukamama canke ukamubuza kurenganya. Ukwo, ni ko kumutabara". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy.

9. Nipfuriza mwenewacu w'umwislamu kuronka kirya nanje umutima wanje ukunda . Anasi mwene Maliki (Imana Allah Imwishimire) yarakiriye inyigisho y'intumwa, aho yavuze ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah)

yavuze ati: "Umwe muri mwebwe , ntaremera vy’ukuri, mu gihe atarashika aho  yipfuriza umuvukanyi wiwe kirya umutima wiwe ukunda”. Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

10. Ndamufasha mu kumutera inkunga mu gihe anyituye. Hari n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Burya Imana Allah Ifasha umuja wayo, mu gihe  na we nyene yama yafashije abandi". Yashikirijwe na Muslim.

11. Sindamugeramira mu kintu na kimwe, haba mu mvugo canke mu ngiro. Hari n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Umwislamu w'ukuri, ni uwuhaye amahoro abandi mu kutababangamira mu mvugo no mu ngiro". Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

12. Ndamugumiriza akabanga. Hari n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Iyo umuntu ariko araganira n'uwundi inkuru kanaka, hanyuma akeraguza araba ko hoba hari uwumwumva, iyo nkuru iba ari imbitso n'ibanga akwiye kumugumiriza". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Abu Dawudi.

13. Sindamutuka, sindamwandagaza, kandi sindamusuzugura. Bitayeko, sindamusharika, sindamugendereza eka sindanamuhangika. Hari n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Umwislamu, ni mwenewabo w'uwundi mwislamu; ntamurenganya, ntamumaramaza, eka ntanamusuzugura. Burya birakwiye kuba ari ikibi ku muntu, ugusuzugura mwenewabo w'umwislamu". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim.

## Urupfasoni rusabwa kwubahirizwa ku babanyi:

## Ikibazo ca 6: Ni uruhe rupfasoni rwubahirizwa mu kubana n'ababanyi?

Inyishu: Urupfasoni rwubahirizwa mu kubana n'ababanyi, ni ibi bikurikira:

1. Mbana neza n'umubanyi mu mvugo no mu ngiro, nkanamufasha mu gihe anyituye (anyikozeko).

2. Ndamukeza mu gihe c'umunezero canke mu gihe afise urubanza; nk'urw'ubugeni  n'ibindi.

3. Ndamusuhuza mu gihe arwaye, nkanamuhoza mu gihe ashikiwe n'ivyago.

4. Ndamuha ku mfungurwa nkamuzimana mu gihe bishoboka.

5. Sindamugeramira mu mvugo canke mu ngiro.

6. Sindamubangamira mu kumurenza urwamo, canke mu kumugendereza, ndanagerageza kumwihanganira mu gihe angiriye nabi. Imana Allah Yavuze Iti

﴿وَٱعۡبُدُواْ ٱللَّهَ وَلَا تُشۡرِكُواْ بِهِۦ شَيۡـٔٗاۖ وَبِٱلۡوَٰلِدَيۡنِ إِحۡسَٰنٗا وَبِذِي ٱلۡقُرۡبَىٰ وَٱلۡيَتَٰمَىٰ وَٱلۡمَسَٰكِينِ وَٱلۡجَارِ ذِي ٱلۡقُرۡبَىٰ وَٱلۡجَارِ ٱلۡجُنُبِ وَٱلصَّاحِبِ بِٱلۡجَنۢبِ وَٱبۡنِ ٱلسَّبِيلِ وَمَا مَلَكَتۡ أَيۡمَٰنُكُمۡۗ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُحِبُّ مَن كَانَ مُخۡتَالٗا فَخُورًا ٣٦﴾ [النساء: 36]

﴿Nimwiyegereze Imana Allah mu vyo mukora vyose, munayisenge ari Imwe Rudende, ntimukanayibangikanye n'ikintu na kimwe, muheze mwubahe mwubahirize n'agateka k'abavyeyi ku bugwaneza, mube n'abagwaneza ku bavandimwe, ku mpfuvyi, ku bakene, ku mubanyi wa hafi n'uwa kure, ku mugenzi musanganwe canke muri kumwe ku rugendo, ku wakehaniwe ku rugendo no ku bagurano mugaba. Mu vy'ukuri, Imana Allah ntikunda namba abishima, birata ku bantu﴾. (An-Nisaa-i: 36).

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'imphuwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Ewe Abu Dharri! Iyo utetse umufa, ba wongereza amazi menshi, kugira ugwize umufa, uheze ugerurireko ababanyi bawe". Yashikirijwe na Muslim. Hari n'inyigisho y'intumwa , inyigisho yakiriwe ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), aho yavuze ati: "Uwo wese yemera Imana Allah, akemera n'umusi w'iherezo, ntakabangamire umubanyi wiwe". Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

**Urupfasoni rwo kwakira umushitsi:**

### Ikibazo ca 7: Ni uruhe rupfasoni rwo kwakira abashitsi?

Inyishu: Urupfasoni rwo kwakira abashitsi, rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Ndemerera ubushitsi uwunsavye ngo ambere umushitsi..

2. Iyo nshatse kuja kuramutsa umuntu, ndaheza nkamusaba uruhusha rwo kuja kumuramutsa kw'isango rizwi.

3. Ndadodora imbere yuko ninjira.

4. Sincererwa ngo ndenge kw'isango twahanye ryo kuja kumuramutsa.

5. Ndunamika amaso mu gihe mbonanye n'abanyamuryango biwe.

6. Ndaha umushitsi ikaze , nkamwakirana urweze n'akamwemwe kenshi, nkamwakira n'amajambo meza y'ikaze.

7. Ndamwicarika ahantu heza mu kibanza c'iteka;

8. Ndamuzimana imfungurwa n'ibinyobwa. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَدۡخُلُواْ بُيُوتًا غَيۡرَ بُيُوتِكُمۡ حَتَّىٰ تَسۡتَأۡنِسُواْ وَتُسَلِّمُواْ عَلَىٰٓ أَهۡلِهَاۚ ذَٰلِكُمۡ خَيۡرٞ لَّكُمۡ لَعَلَّكُمۡ تَذَكَّرُونَ ٢٧﴾ [النور: 27]

﴿ Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimukinjire mu mazu atari ayanyu mutabanje kudodora mukanaramutsa bene yo muti: "Nimugire amahoro y'Imana Allah, mbega twinjire?". Ukwo kudodora rero, ni vyo vyiza kuri mwebwe ku kugira mwibuke mwongere mwubahirize amabwirizwa y'Imana Allah﴾. (An-Nuur: 27).

Hari n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Yabashingiye ingingo yo kubanza kudodora imbere y'ukwinjira, ku kugira ntimubone ibiri mu nzu mutararekurirwa kwinjira". Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim. Hari n'iyindi nyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe

vy'Imana Allah) yavuze iti: "Uwo wese yemera Imana Allah, akemera n'umusi w'iherezo, nabe azimana umushitsi wiwe". Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim..

## Urupfasoni rwubahirizwa mu gihe c'indwara:

### Ikibazo ca 8: Urupfasoni rwubahirizwa mu gihe c'indwara n'ugusuhuza abarwaye, ni uruhe?

Inyishu: Urupfasoni rwubahirizwa mu gihe c'indwara no mu gusuhuza abarwayi ni uru rukirikira:

1. Ugusaba Imana Allah, maze ugashira ikiganza c'ukuryo ahari ububabare , ugaca uvuga incuro zitatu uti: "BISMI LLAAH; hanyuma ukongerako mu kuvuga incuro indwi, uti: "A'UUDHU BI'IZZATI LLAAHI WAQUDRATIH MIN SHARRI MAA AJIDU WA-UHAADHIR" (Ndikinze ku cubahiro c'Imana Allah no ku bushobozi bwayo, Inkingire inabi y'ububabare numva n'ubwo ntinya ko bwonshikira)

2. Ndashimishwa n'igeragezwa ku ndwara n'ukuyihanganira. Umukenyezi Ummu l'Alaa-i yarakiriye inyigisho y'intumwa aho yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yaraje kunsuhuza ndwaye, ica ivuga iti: "Ewe Ummu l'Alaa-i! Himbarwa n'inkuru nziza yuko mu vy'ukuri indwara y'umwislamu ituma Imana Allah Imubabarira ibicumuro vyiwe; nka kurya umuriro uturira ivu riri mu nzahabu n'umwakaka, rigacika umunyota, maze hagasigara gusa inzahabu n'umwakaka". Yashikirijwe na Abu Dawudi

3. Ndihutira kuja gusuhuza umurwayi, no kumusabira ko yokira. Kandi sinteba aho nagiye gusuhuza umurwayi.

4. Ndamusabira gukira nkoresheje Aayah n'ibisabisho vyakiriwe ku Ntumwa y'Imana "ruq-ya ", atarinze no kubinsaba.

5. Ndamuhanura kwihanganira indwara,no gusaba Imana Allah ko Imukiza, nkamusaba gutsimbataza isengesho hamwe rero no kwamana isuku ryo gusenga mu gihe cose abishoboye.

6. Ugusabira umurwayi mu kuvuga incuro indwi uti: "AS-ALU LLAAHA L'ADHWIIMA RABBA L'ARSHI L'ADHWIIMI AN YASH-FIIK"

(Ndasavye Imana Allah Nyenicubahirogisumbavyose, Rurema w'Ubuhangamo buhambaye, ko Igukiza indwara urwaye)..

## Urupfasoni rwo kurondera ubumenyi:

### Ikibazo ca 9: Urupfasoni rwo kurondera ubumenyi, ni uruhe?

Inyishu: Urupfasoni rwo kurondera ubumenyi, rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Ukugira izirikanabikorwa ku bw'Imana Allah. Hari inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Uwo wese arondeye ubumenyi kugira yihaye ku bamenyi, aheze yijanire n'ibijuju akifadikanya na vyo, maze yigarurire abantu ku ruhande rwiwe, Imana Allah izomwinjiza mu muriro wa Jahannamu". Yashikirijwe na Ibnu Maajah.

2. Ndagendera ubumenyi nize. Hari inyigisho y'intumwa ivuga: "Umuntu ntazocaruka ku musi w'izuka ngo amenye ko aja mu Bwami bw'ijuru canke mu muriro, atabanje kubazwa ku bintu bine; muri ivyo, harimwo kuzobazwa ku bumenyi bwiwe, ico yabukoresheje". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Al-Daarimiy.

3. Ndubaha nkubahiriza umwigisha, mu gihe turi kumwe no mu gihe tutari kumwe.

4. Nicara imbere y'umwigisha mu rupfasoni.

5. Ndacereza nkamwumviriza n'amatwi yompi, eka sindanamuciramwo mu gihe ariko aranyigisha.

6. Ndamubaza mu rupfasoni hagize ico mbaza

7. Sindamuhamagara mw'izina ryiwe bwite hageze aho ndamuhamagara. Hari inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Biri mu kwubaha no kwubahiriza icubahiro c'Imana Allah, kwubaha ukubahiriza umwislamu amaze kumera imvi; hakaba no kwubaha ukubahiriza uwuzi Qor'ani yose ku mutwe". Yashikirijwe na Abu Dawudi..

## Urupfasoni rusabwa mu cicaro:

**Ikibazo ca 10: Ni uruhe rupfasoni, rwubahirizwa mu cicaro?**

Inyishu: Urupfasoni rwubahirizwa mu cicaro, rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Ndaramutsa abo nsanze mu cicaro.

2. Nicara aho nsanze hagaragara; simpeza ngo mpagurutse n'umwe mu bo nsanzeho; canke ngo nicare hagati y'abantu babiri ntabanje kubibasaba.

3. Ndagurira abandi mu cicaro kugira ngo bicare.

4. Sinciramwo uwuriko aravuga mu bari mu cicaro.

5. Ndasaba uburenganzira nkanaramutsa imbere yuko mva mu cicaro. Mwene Omari (Imana Allah Imwishimire) , yarakiriye inyigisho y'intumwa aho yavuze ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yabujije ko umuntu ahagurutsa uwundi mu cicaro kugira ngo yicare aho yari yicaye, ariko ko mwokwagurira abaje mu cicaro kugira baronke aho bicara. Yashikirijwe na Al-Bukhaariy. Hari inyigisho y'intumwa yakiriwe ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) aho ivuga iti: "Nihagira uwushika ahari icicaro, araca aramutsa aheze yicare; niyashaka kugenda naho nyene, araheza aramutse, kuko indamutso ya mbere si yo ihambaye kurusha iya nyuma". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Abu Dawudi. 6. Ndasaba igisabisho c'icuhagizo c'icicaro iyo nya cicaro giheze, nkavuga nti: "SUB-HAANAKA LLAAHUMMA WABIHAMDIKA, ASH-HADU AN LAA ILAAHA ILLAA AN-TA, ASTAGH-FIRUKA WA-ATUUBU ILAYKA" (Ininahazwa n'ishimagizwa ni ivyawe Mana yanje Nzima! Ndemeye ku mutima wanje ndavyatuye n'ururimi rwanje nemanga ko ata mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Wewe. Kubera ivyo rero, ndagusavye Ungumirize akabanga ku vyaha vyanje, maze Ubimbararire ntuzobimpanire, kandi ndakwigayeko ivyaha vyanje).

**Urupfasoni rwo kuryama:**

**Ikibazo ca 11: Urupfasoni rwo kuryama, ni uruhe?**

Inyishu: Urupfasoni rwo kuryama, rugizwe n'ibi bikurikira: 1.Ndyama hakiri kare nisunze inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Abu Barzah: "ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yahora yanka kuryama imbere yuko isenga isengesho ryo ku mugoroba, ikanka no kuganira inyuma yaryo". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy

2. Imbere yuko ndyama, mbanza gutunganya isuku ryo gusenga.

3. Sindyama nubitse inda.

4. Ndyamira urubavu rw'iburyo, maze nkashira ukuboko kw'ukuryo musi y'itama ry'iburyo.

5. Ndakunkumura isaso nkoresheje igitambara imbere yuko ndyama. Hari inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Baraa-i mwene 'Aazibi ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) aho yavuze ati: "Niwashaka kuja kuryama, urabanza utunganye isuku ryo gusenga, hanyuma uheze uje ku busaswa, maze uryamire urubavu rwawe rw'iburyo". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy. Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire), yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) , yabonye umuntu aryamye yubitse inda, ica imubwira iti: "Mu vy'ukuri, iyi ni indyamo idakundwa n'Imana Allah". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Ahmadi. Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze ati: "Muri mwebwe, nihagira uwushaka kuja kuryama, arabanza gukunkumura ubusaswa akoresheje impuzu ihinduriye yari yambaye, kuko burya ntazi ivyo yoba yahasize". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy.

6. Ndasoma ibisabisho vyo kuryama; nka Aayatu l-Kursiy, Al-Ikhlaasw, Al-Falaq na An-Naas nkabivuga incuro zitatu , nkaheza rero nkavuga nti: "BISMIKA LLAAHUMMA AMUUTU WA-AHYAA" (Ni kw'izina ryawe Mana yanje Nzima, mpfa nkongera nkaronka ubuzima).

7. Ndavyuka gusenga isengesho ryo mu mutwenzi.

8. Nkavuga iyo mvyutse nti: "ALHAMDU LILLAAHI LLADHII AH-YAANAA BA'DA MAA AMAATANAA WA-ILAYHI NNUSHUUR". (Nihashimagizwe Imana Allah Yo Yadusubije ubuzima inyuma yuko Ibutwatse, ni no kuri Yo iyegeranywa ryacu).

## Urupfasoni rwo gufungura:

## Ikibazo ca 12: Ni uruhe rupfasoni rwo gufungura?

Inyishu: Urupfasoni rwo gufungura, rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Ngira izirikanabikorwa ry'uko imfungurwa n'ibinyobwa vyompa ingoga zo kwumvira Imana Allah.

2. Ugukaraba iminwe imbere yo gufungura. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire) ku Ntumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), aho avuga ati : "Mu gihe Intumwa y'Imana ( nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) , ishatse gufungura canke kunywa, yahora ibanza kwoza iminwe, hanyuma igaheza igafungura, ikananywa n'amazi". Yashikirijwe na Ahmadi.

3. Mvuga mu gihe ntanguye gufungura canke kunywa, nti: "BISIMI LLAAH", ngaheza nkarisha ukuryo, nkarya ku biri imbere yanje. Sinyora ku biri hagati na hagati y'isahani canke ku biri imbere y'uwundi. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa aho ivuga iti: "Kibondo! Imbere yo gufungura, ba ubanza kuvuga uti: "BISMI LLAAH", uheze ufungure n'ukuryo, ufungure ku biri imbere yawe". Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

4. Iyo nibagiye kuvuga "BISMI LLAAH" mu ntango yo gufungura, ndaheza nkavuga igihe nibukiyeko, nti: "BISMI LLAAHI AWWALAHUU WA-AAKHIRAHU". Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire) aho yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Umwe muri mwebwe niyashaka gufungura, aze avuge ati: "BISMI LLAAH"; niyibagira kubivuga mu ntango, araheza avuge igihe avyibukiyeko, ati: "BISMI LLAAHI AWWALAHUU WA-AAKHIRAHU"" Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Ahmadi.

5. Ndabumbwa n'ibibonetse mu mfungurwa, sinigera nebagura imfungurwa ; zindyoheye ndazifungura, zitandyoheye naho nkazireka. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire), aho yavuze ati: "Umuvugishwamana

(nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), ntiyigeze anena (anebagura) imfungurwa na rimwe, azishimye yarazifungura, atazishimye naho yarazireka". Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

6. Mfungura bike bishoboka , simfungura vyinshi kuko hari inyigisho y'intumwa , inyigisho yakiriwe ivuga iti: "Zina kiremwa-muntu ntarigera yuzuza ikintu comugirira ingaruka mbi coza gisumba kwuzuza inda yiwe; umuntu rero arakwiye gufungura bike bituma abaho; nivyamwankira naho, bikaba ngombwa ko afungura vyinshi, araheza agabure inda mu mice itatu: afungure ibingana n'ica gatatu c'ibikwiye inda yiwe, anywe ibingana n'ica gatatu, maze ica gatatu gisigaye , kibe ico guhema". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Ibnu Maajah.

7. Simpuha ivyokurya canke ivyokunywa mu gihe bishushe, ndaheza nkabireka bikabanza guhora. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yarabujije guhuhira impwemu mu vyokurya no mu vyokunywa". Yashikirijwe na Ahmad na Ibnu Maajah.

8. Ndasangira n'abandi mu muryango canke n'abashitsi. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga ko hari umuntu yabwiye Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) ati: " Mu vy'ukuri, twebwe turafungura ariko ntiduhaga". Aca amubwira ati: "Kumbure, mubuzwa guhaga n'uko umwe wese yisangiza! Enda rero nyabuna, umzohore musangirira hamwe, maze muvuge muti: "BISMI LLAAH"; Imana Allah Izobashirira umugisha muri nya mfungurwa, muheze muhage". Yashikirijwe na Abu Dawudi na Ibnu Maajah.

9. Sintangura kurya imbere y'uwunsumba.

10. Ndavuga nti: "BISMI LLAAH" imbere yuko nywa, nkaheza nkanywa nicaye; Sinugubira mu kunywa, nywa nduhuka, nkanywa amatama atatu. Bitayeko, simpemera mu co nywereyemwo. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: " Nihagira uwunywa ikintu muri mwebwe, ntagahemere mu co anywereyemwo". Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim. Hari n'iyindi nyigisho y'intumwa , inyigisho yakiriwe na Anasi, aho avuga ati: "Mu vy'ukuri, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) , yarihanije umuntu

kunywa ahagaze". Yashikirijwe na Muslim. Hari n'inyigisho y'intumwa ivuga kandi iti: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yahora ihemera hanze y'ico inywereyemwo incuro zitatu". Yashikirijwe na Muslim.

11. Ndashimira Imana Allah igihe mpejeje gufungura canke kunywa. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Irishimira umuntu, iyo hagize ico afungura canke ico anywa, aheza akayishimira. Yashikirijwe na Muslim..

## Urupfasoni rusabwa ku vyambarwa:

## Ikibazo ca 13: Ni uruhe rupfasoni rusabwa ku vyambarwa??

Inyishu: Urupfasoni rusabwa ku vyambarwa, ni ibi bikurikira:

1. Ntangura kwambara mpereye iburyo, maze nkashimagiza Imana Allah ku kuba Yandonkeje ico nambara. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire), aho yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Nimwashaka kwambara canke gutunganya isuku ryo gusenga, murahera ku bihimba vyanyu vy'iburyo". Yashikirijwe na Abu Dawudi  na Ahmadi.

2. Sinambara impuzu ndende irenga ijisho ry'ikirenge (ikivogo) . Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Ikirenga ku mpuzu gushika musi y'ijisho ry'ikirenge, umuntu azogihanirwa mu muriro". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy.

3. Ukutambika abahungu impuzu z'abakobwa, no kutambika abakobwa impuzu z'abahungu. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) , yaravumye umugabo yambara inyambarwa y'umugore, n'umugore yambara inyambarwa y'umugabo". Yashikirijwe na Abu Dawudi na Ahmadi.

4. Ukuba inyambarwa idateye nk'iy'abagarariji canke iy'ibigaba birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah. Vyemezwa n'inyigisho

y'intumwa ivuga iti: "Uwishushanije n'abantu mu nyambaro, aharurwa muri bo". Yashikirijwe na Abu Dawudi.

5. Ugutanguza izina ry'Imana Allah igihe ukuye impuzu ukavuga uti: "BISMI LLAAH". Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Inkinzo ikinga ubwambure bwa Bene Adamu ngo ntibubonwe n'Amajini igihe umwe muri bo akuye impuzu ziwe, ni uko yovuga ati: "BISMI LLAH". Yashikirijwe na Al-Twabaraaniy na Ibnu Abi Shaybah.

6. Ukwambara ibirato uhereye ku kuryo; mu kubikura naho ugahera ku kubamfu. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire), aho yavuze ati: "Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) yahora akunda guhera iburyo mu kwambara ibirato, mu gusokoza no mu gutunganya isuku, no mu bindi vyose". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy

## Urupfasoni rusabwa mu kwurira ibitwazi:

## Ikibazo ca 14: Ni uruhe rupfasoni rusabwa mu kwurira ibitwazi?

Inyishu: Urupfasoni rusabwa mu kwurira ibitwazi, ni ibi bikurira:

1. Mvuga igihe nuriye nti: BISMI LLAAH, AL-HAMDU LILLAAH"; "SUB-HAANA LLADHII SAKKHARA LANAA HAADHAA WAMAA KUNNAA LAHUU MUQRINIIN" "

﴿لِتَسْتَوُۥا۟ عَلَىٰ ظُهُورِهِۦ ثُمَّ تَذْكُرُوا۟ نِعْمَةَ رَبِّكُمْ إِذَا ٱسْتَوَيْتُمْ عَلَيْهِ وَتَقُولُوا۟ سُبْحَـٰنَ ٱلَّذِى سَخَّرَ لَنَا هَـٰذَا وَمَا كُنَّا لَهُۥ مُقْرِنِينَ ﴿١٣﴾ وَإِنَّآ إِلَىٰ رَبِّنَا لَمُنقَلِبُونَ ﴿١٤﴾﴾ [الزخرف: 13-14]

﴿ Nihashimagizwe Imana Allah, Yo Yatworohereje kwiyunguruza muri ubu buryo, mu gihe tutari kwishoboza kubwiyunguruzamwo﴾ ; "WA-INNAA ILAA RABBINAA LAMUNQALIBUUN"﴿ Kandi mu vy'ukuri twese, impera n'imperuka tuzosubira ku Mana yacu Rurema Allah﴾ . (Az-Zukhruf: 13-14).

2. Iyo mpuye n'umwislamu canke nkamucako ndaheza nkamuramutsa.

## Urupfasoni rw'inzira:

## Ikibazo ca 15: Ni uruhe rupfasoni rusabwa ku nzira?

Inyishu: Urupfasoni rusabwa ku nzira, ni ibi bikurikira :

1. Ndagororoka nkanicisha bugufi mu gutambuka. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَلَا تَمۡشِ فِي ٱلۡأَرۡضِ مَرَحًاۖ إِنَّكَ لَن تَخۡرِقَ ٱلۡأَرۡضَ وَلَن تَبۡلُغَ ٱلۡجِبَالَ طُولٗا ٣٧﴾ [الإسراء: 37]

﴿ Ntukagendagende n'amanyama n'ubwishime kw'isi; wewe mu vy'ukuri, ntuzopfa utoboye isi ku manyama yawe; n'ubwishime bwawe kandi ntibuzotuma urehuka ngo ungane n'umusozi mu burebure﴾ . (Al-Israa-i: 37).

2. Ndaramutsa uwo mpuye na we. Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yarabajijwe ati: "Ni ibihe bikorwa vyiza mu bwislamu gusumba ibindi?", aca yishura ati: " Urafungurira abantu ukongera ukanaramutsa uwo uzi n'uwo utazi". Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

3. Ndunamika amaso, kandi nta n'umwe nigera ngeramira mu nzira.

4. Ndabwiriza abantu gukora ivyiza nkababuza no gukora ibibi. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe ku

Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), aho yavuze ati: "Muraheza rero muhe inzira agateka kayo". Abari ng'aho baramubajije bati: "Agateka k'inzira, ni akahe?", aca yishura ati: "Ni ukwunamika amaso, ukutagira uwo ugeramira, ukwishura indamutso, hamwe rero n'ukubwiriza abantu gukora ivyiza n'ukubabuza gukora ibibi". Yumvikanyweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

5. Ndakura mu nzira ivyobangamira abarengana. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho intumwa ivuga iti: "No gukura mu nzira ivyobangamira abarengana, ni imperezwa (umuntu ahemberwa)". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

## Urupfasoni rwo kwinjira no kuva muhira:

## Ikibazo ca 16: Ni uruhe rupfasoni rwo kwinjira no kuva muhira?

Inyishu:

Urupfasoni rusabwa mu kwinjira no mu kuva muhira rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Mu gusohoka mu nzu, ntanguza ukuguru kw'ukubamfu ngaca mvuga nti: "BISMI LLAAH, TAWAKKALTU ALA LLAAH, LAA HAWLA WALAA QUWWATA ILLAA BILLAAH, ALLAAHUMMA INNII A'UUDHU BIKA AN ADWILLA AW UDWALLA, AW AZILLA AW UZALLA, AW ADHWLIMA AW UDHWLAMA, AW AJ-HALA AW YUJ-HALA ALAYYA" (Kw'izina ry'Imana Allah ndasohotse, nishimikije Imana Allah mu kuyizera. Nta buhinga bwo guhunga ibicumuro eka nta n'inguvu zo gukora ibitegetswe kiretse ivyo nshobojwe n'Imana Allah. Mana yanje Nzima! Jewe mu vy'ukuri, ndakwikinzeko Unkingire ko nohuba canke ngahubishwa; ko nonyerera ngacumura canke nkanyereza abandi mu kubacumuza ; ko norenganya canke nkarenganywa; ko nosinda canke nkasindirwa).

2. Ntashe, ntanguza ukuguru kw'ukuryo mu kwinjira, ngaca mvuga nti: "BISMI LLAAHI WALAJNAA, WABISMI LLAAHI KHARAJNAA, WA'ALAA RABBINAA TAWAKKALNAA" (kw'izina ry'Imana Allah

twinjiye, ni no kw'izina ry'Imana Allah twasohotse, ni no ku Mana yacu Rurema twishimikije mu kuyizera).

3. Mbanza kwiyugumura n'umujigiti mu gihe mvyutse, hanyuma nkaramutsa abari mu nzu. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho ivuga iti: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), iyo yinjiye mu nzu yahora ihera ku kwiyugumura n'umujigiti". Yashikirijwe na Ibnu Maajah.

## Urupfasoni rwo kwiherera:

### Ikibazo ca 17: Ni uruhe rupfasoni rwo kwiherera?

Inyishu: Urupfasoni rwo kwiherera, rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Ntanguza ukuguru kw'ukubamfu mu kwinjira mu bwiherero;

2. Nkavuga imbere yuko ninjira, nti: "BISMI LLAAH, ALLAAHUMMA INNII A'UUDHU BIKA MINA L-KHUBUTHI WAL-KHABAA-ITHI" (Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri, jewe ndakwikinzeko Unkingire inabi y'ibihume vy'igitsina-gabo n'ivy'igitsina-gore mu mashetani).

3. Sininjirana ikintu na kimwe coba canditsweko itazira n'ininahazamana. Anasi (Imana Allah Imwishimire) yarakiriye inyigisho y'intumwa ko: "Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), igihe ashatse kwinjira mu bwiherero, yahora aca akura impeta yambaye (yari yanditsweko ijambo ry'itazira n'ininahazamana), akayisiga hanze". Yashikirijwe na Abu dawudi na Ibnu Maajah.

4. Ndiherera kure y'abantu mu gihe co kwihagarika canke co kwituma. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) mu gihe ishatse kwitabara , yarakunda kuja ahiherereye, aho abantu batoyibona; nko musi y'ahari agatumba canke ahari ibiti bizitanye vy'itende". Yashikirijwe na Muslim.

5. Sinigera mvuga mu gihe ndi mu bwiherero.

6. Sintumbera ubutumbero bwo gusenga (kibla), eka sindanabuha umugongo haba mu gihe co kwituma canke co kwihagarika. Vyemezwa

n'inyigisho y'intumwa, aho Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze ati: "Ntimugatumbere ubutumbero bwo gusenga mu gihe cose co kwituma canke co kwihagarika, ariko rero muratumbera mu buseruko canke mu burengero ". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

7. Nkoresha ukuboko kw'ukubamfu mu kwitawaza (nisukura ibihumanya) . Vyongeye, sinigera nitawazisha ukuboko kw'ukuryo. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Ni ukuri, Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'imana Allah), yaratubujije gukoresha ukuboko kw'ukuryo mu kwitawaza (kwisukura ibihumanya mu gihe duhejeje kwitabara)". Yashikirijwe na Muslim.

8. Sinituma canke ngo nihagarike mu nzira y'abahita canke aho bateramira mu kwikinga izuba. vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah imwishimire), ko mu vy'ukuri Intumwa y'imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Nimwiyubare ibintu bibiri bitera abantu ivumwe". Abari aho baca babaza bati: "Ewe Ntumwa y'Imana! Ivyo bintu bibiri bitera abantu ivumwe, ni ibiki?". Na yo iraheza ibishura iti: "Ni ukwituma mu nzira y'abahita canke aho bicara mu gatutu". Yashikirijwe na Muslim.

9. Ugukaraba iminwe mu nyuma yo kwiherera. Vyemezwa n'inyigisho yakiriwe na Jariiri (Imana Allah Imwishimire), aho yavuze ati: "Igihe kimwe nari kumwe n'Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), maze ashaka kwitabara , aca aja kwiherera, araheza aritabara; hanyuma ambarira ati: "Ewe Jariiri! Mpereza ico nokwisukuza"; nca ndamuzanira amazi, araheza aritawaza; ahejeje aca anyukuza ikiganza ciwe hasi, maze arakaraba". Yashikirijwe na An-Nasaa-iy.

10. Ntanguza ukuguru kw'ukubamfu mu gusohoka, ngaca mvuga nti: "GHUF-RAANAKA" (Ndasavye imbabazi zawe Mana Allah)

### Urupfasoni rw'umusigiti:

### Ikibazo ca 18: Urupfasoni rw'umusigiti, ni uruhe?

Inyishu: Urupfasoni rw'umusigiti, rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Ntanguza ukuguru kw'ukuryo mu kwinjira mu musigiti ngaca mvuga nti: "BISMI LLAAH, ALLAAHUMMA FTA-H LII AB-WAABA RAHMATIKA" (Kw'izina ry'Imana Allah, Mana yanje Nzima! Nyugururira imiryango y'impuhwe zawe).

2. Sinicara mu musitigi ntabanje gusenga ivyunamo bibiri vy'indamutso y'umusigiti. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ivuga iti: "Umwe muri mwebwe, niyinjira mu musigiti, ntazohirahire ngo yicare atabanje gusenga ivyunamo bibiri". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

3. Sinca imbere y'abariko barasenga, canke ngo ndangishirize mu musigiti ivyatakaye, canke ngurishirizeyo kibure ngurireyo ikintu. Ndanitwararika isuku ry'umusigiti. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Uwuca imbere y'uwuriko arasenga, iyo amenya igihano kimurindiriye, yari guhitamwo kurindira ahagaze imyaka mirongo ine, ha guca imbere yiwe". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim. Hari n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Uwo wese azokwumva uwurangishiriza mu musigiti ico yataye, araca amubwira ati: "Ico watakaje, ntukagisubizwe n'Imana Allah!", kuko burya imisigiti, si ico yubakiwe". Yashikirijwe na Muslim. Hari n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Nimwabona uwugurishiriza canke uwugurira ikintu mu musigiti, muramusabira mukumubwira muti: "Imana Allah ntigatume urudandazwa rwawe rwunguka"". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Al-Daarimiy. Hari inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Aisha (Imana Allah imwishimire), aho yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yategetse ko hubakwa imisigiti, n'uko igirirwa isuku ikanashirwamwo ibimoga". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy, Abu Dawudi na Ahmadi.

4. Ntanguza ukuguru kw'ukubamfu mu gusohoka mu musigiti ngaca mvuga nti: "ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA MIN FADW-LIKA" (Mana yanje Nzima! Jewe mu vy'ukuri, ndagusavye Umpe mu ngabirano zawe).

**Urupfasoni rwo kuramutsa:**

## Ikibazo ca 19: Urupfasoni rwo kuramutsa, ni uruhe?

Inyishu: Urupfasoni rwo kutamutsa, rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Mpera ku ndamutso iyo mpuye n'umwislamu, nkavuga nti: "ASSALAAMU AKAYKUM WARAHMATU LLAAHI WABARAKAATUH" ata kindi kintu na kimwe ndavuga. Kandi sindamuramutsa mu kuduza gusa ukuboko ahubwo ndavuga.

2. Ndamwenyurira uwo ndamukije nkamuramutsa mu maso hakeye. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) , yavuze iti: "Ntugasuzugure mu gukora ivyiza ikintu na kimwe, n'aho kwoba ari uguhura na mwenewanyu ukeye mu maso". Yashikirijwe na Muslim.

3. Bitayeko, ndamutsa umuntu n'ukuboko kwanje kw'ukuryo.

4. Iyo hagize uwundamutsa, ndamwishura n'indamutso nziza gusumba, canke nkamwishura n'indamutso nk'iyo yandamukishije. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَإِذَا حُيِّيتُم بِتَحِيَّةٍ فَحَيُّواْ بِأَحۡسَنَ مِنۡهَآ أَوۡ رُدُّوهَآۗ إِنَّ ٱللَّهَ كَانَ عَلَىٰ كُلِّ شَيۡءٍ حَسِيبًا ٨٦﴾ [النساء: 86]

﴿ Bemeramana! Nimwaramutswa n'umwislamu indamutso y'amahoro, murayishurana akamwemwe n'indamutso nziza kurusha, canke muyisubize nk'uko mwaramukijwe, kimwe cose muri ivyo kirafise indishi yaco. Mu vy'ukuri, Imana Allah Yamye ari Yo Mureretsi Iharurira Igahembera abaja bayo ivyo bakoze﴾. (An-Nisaa-i: 86)

5. Sintangura kuramutsa umugarariji indamutso y'amahoro. Iyo ari we atanguye kundamutsa , ndamwishura nti: " WA'ALAYKUM". Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ivuga iti: "Ntimukitanganize kuramutsa abayahudi canke abanaswara". Yashikirijwe na Muslim.

6. Mu kuramukanya, umuto, ni we atangura kuramutsa mukuru; uwuri ku gitwazi, agatangura kuramutsa uwugenda n'amaguru;

uwugenda n'amaguru agatangura kuramutsa uwicaye; abantu bake, ni bo batangura kuramutsa benshi. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Uwuri ku gitwazi, ni we atangura kuramutsa uwugenda n'amaguru; uwugenda n'amaguru, agatangura kuramutsa uwicaye; abantu bake, bagatangura kuramutsa banshi". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

7. Ukudakora mu ntoke umugore atari muri ba kizira banje mu gihe co kumuramutsa. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Aisha (Imana Allah Imwishimire), aho yavuze ati: "Eka n'ukuri, ikiganza c'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), nticigeze gikora na rimwe mu ntoke z'umugore atari kizira wayo". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

## Urupfasoni rwo kudodora:

## Ikibazo ca 20: Ni uruhe rupfasoni rwo kudodora:?

Inyishu: Urupfasoni rwo kudodora, rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Mbanza kudodora imbere yuko ninjira ahantu;

2. Maze nkadodora incuro zitatu zitarenga ntizirenguke. Ata wunyitavye ngaheza ngaca ngenda. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze iti: "Umwe muri mwebwe, niyadodora incuro zitatu hakabura uwumwitaba, araca asubira inyuma". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

3. Ndodora bukebuke mu bwitonzi nta ngere , nkadodora ntahagaze imbere y'umuryango, ahubwo mpagarara iburyo canke ibubamfu bw'umuryango, hanyuma nkaramutsa mvuga nti: "ASSALAAMU ALAYKUM". Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana'Imana Allah), mu gihe igiye ku muhana w'abantu kanaka, ntiyahora ihagarara imbere y'umuryango, ariko yahora ihagarara amaja ku gishimaryango c'iburyo canke c'ibubamfu, hanyuma ikaramutsa ivuga iti: "ASSALAAMU ALAYKUM, ASSALAAMU ALAYKUM". Yashikirijwe na Abu Dawudi.

4. Sininjira aho dawe na mawe bari, canke uwundi wese ari canke ngo ninjire icumba na kimwe ntabanje kudodora, na canecane imbere y'isengesho ryo mu mutwenzi; mu gihe co kuruhuka inyuma y'isengesho ryo ku musase; hamwe rero no mu nyuma yo gusenga isengesho ryo ku mugoroba. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿يَـٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوا۟ لِيَسْتَـْٔذِنكُمُ ٱلَّذِينَ مَلَكَتْ أَيْمَـٰنُكُمْ وَٱلَّذِينَ لَمْ يَبْلُغُوا۟ ٱلْحُلُمَ مِنكُمْ ثَلَـٰثَ مَرَّٰتٍ ۚ مِّن قَبْلِ صَلَوٰةِ ٱلْفَجْرِ وَحِينَ تَضَعُونَ ثِيَابَكُم مِّنَ ٱلظَّهِيرَةِ وَمِنۢ بَعْدِ صَلَوٰةِ ٱلْعِشَآءِ ۚ ثَلَـٰثُ عَوْرَٰتٍ لَّكُمْ ۚ لَيْسَ عَلَيْكُمْ وَلَا عَلَيْهِمْ جُنَاحٌۢ بَعْدَهُنَّ ۚ طَوَّٰفُونَ عَلَيْكُم بَعْضُكُمْ عَلَىٰ بَعْضٍ ۚ كَذَٰلِكَ يُبَيِّنُ ٱللَّهُ لَكُمُ ٱلْـَٔايَـٰتِ ۗ وَٱللَّهُ عَلِيمٌ حَكِيمٌ ٥٨﴾ [النور: 58]

﴾ Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimubwirize abashumba banyu hamwe n'abana bataragera mu bigero, ko bategerezwa kubanza kudodora imbere y'ukwinjira aho muri mu bihe bitatu: igihe co kwitegurira isengesho ryo mu mutwenzi , igihe co gukura impuzu ngo muruhuke ku musase n'inyuma rero y'isengesho ryo ku mugoroba igihe mwiteguriye kuryama . Ivyo rero ni vyo bihe kenshi mutaba mwambaye ngo mwikwize. Si bibi rero kuri mwebwe canke kuri bo kwinjira mutabanje kudodora mu bihe bitari ivyo, kuko mwese mukenerana mu gufashanya utu na turiya. Ni nk'uko nyene rero Imana Allah - Yabatomoreye ingingo zijanye n'urupfasoni rwo kudodora - Ibatomorera ivyemezo n'amabwirizwa vyayo. Burya Imana Allah, ni Nyenubumenyikurivyose, Irazi neza ibitunganye ku baja bayo, Intungane mu vyo Ikora﴿. (An-Nuur: 58).

5. Birashoboka ko ninjira ntabanje kudodora ahantu ata bantu bahaba;nko ku bitaro, ubudandarizo, n'ahandi. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿لَّيۡسَ عَلَيۡكُمۡ جُنَاحٌ أَن تَدۡخُلُواْ بُيُوتًا غَيۡرَ مَسۡكُونَةٖ فِيهَا مَتَٰعٞ لَّكُمۡۚ وَٱللَّهُ يَعۡلَمُ مَا تُبۡدُونَ وَمَا تَكۡتُمُونَ ٢٩﴾ [النور: 29]

﴿ Ariko rero, nta kabi kuri mwebwe ko mwinjira mu mazu atagenewe kubamwo abantu mutabanje kudodora, mu gihe hoba hari ico mukeneyeyo; nk'amazu yagenewe kuba uburaro bw'ingenzi, n'ayandi mazu rusangi. Burya Imana Allah, Irazi neza ivyo mugaragaza n'ivyo muhisha﴾. (An-Nuur: 29).

## Urupfasoni rwo kugirira impuhwe ibikoko:

## Ikibazo ca 21: Ni uruhe rupfasoni rw'impuhwe ku bikoko?

Inyishu: Urupfasoni rwubahirizwa ku bikoko, rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Ndabigaburira nkanabinywesha. Hari inyigisho y'intumwa yakiriwe ko: Ingendanyi zayibajije ziti: "Ewe Ntumwa y'Imana! Burya none vy'ukuri, hari indishi tuzoronka ku vyo dukorera ibitungwa?". Ica izishura iti: "Ikintu cose mukoreye ikiremwa ico ari co cose gifise ubuzima, murakironkerako indishi". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim. Umusi umwe, Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yaciye ku ngamiya inamvye gushika n'aho umugongo uhakwa gufatana n'inda, ica ivuga iti: "Enda nimutinye ibihano vy'Imana Allah, mwubahirize agateka k'ibi bitungwa". Yashikirijwe na Abu Dawudi.

2. Ukugirira impuhwe ibitungwa mu kutabiremeka mukavyikoreza ibintu biremereye bidashoboye gutwara. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze ibaza iti: "Ni nde nyene iyi ngamiya? Iyi ngamiya, ni iya nde? Haca haza umusore mu basangwa b'i Madina (answaari), aca arishura ati: "Ewe Ntumwa y'Imana! Iyi ngamiya, ni iyanje". Ica imubwira iti: "Ubwo, ntiwotinya ibihano vy'Imana Allah, ukubahiriza agateka k'iki gitungwa waragijwe n'Imana Allah! Ni ukuri,

iki gitungwa canganyiye ko ucicishije inzara, ukagikoresha n'ibikorwa vyinshi bikiruhisha"". Yashikirijwe na Abu Dawudi na Ahmadi. ...

3. Simpana kandi singeramira igitungwa mu buryo ubwo ari bwo bwose. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Jaabiri (Imana Allah Imwishimire), aho avuga ko Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yaciye ku ndogobwe yaciwe imyotso mu maso, aca avuga ati: "Mbega ntu! Ntimwashikiriwe n'ingingo yuko jewe mu vy'ukuri namaze kuvuma uwuca imyotso mu maso y'igitungwa, canke uwugikubita mu maso!". Ico gihe rero, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yarababujije guca imyotso no kubangamira ibitungwa. Yashikirijwe na Muslim na Abu Dawudi.

## Urupfasoni rwo kwinonora imitsi:

## Ikibazo ca 22: Ni uruhe rupfasoni rwo kwinonora imitsi?

Inyishu: Urupfasoni rwo kwinonora imitsi, rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Ndagira izirikanabikorwa ryo kwumvira no gushimisha Imana Allah mu kwikomantaza igihe co kwinonora imitsi.

2. Sininonora imitsi canke nkine igihe c'isengesho. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿فَوَيْلٌ لِّلْمُصَلِّينَ ٤ ٱلَّذِينَ هُمْ عَن صَلَاتِهِمْ سَاهُونَ ٥﴾ [الماعون: 4-5]

﴿ Burya uguhanwa nya guhanwa, ni ukw'abasenga mu buryarya; Abirengagiza amasengesho yabo mu kutayasengera ku mwanya wayo no mu kutubahiriza ibisabwa vyayo﴾ . (Al-Maa'uun: 4-5).

3. Ukutinonorera imitsi hamwe abahungu n'abakobwa.

4. Nitaho kwikwiza nkambara inyambaro ipfuka ubwambure mu gihe co kwinonora imitsi.

5. Ndirinda kugira ibizira mu kwinonora imitsi; nko gukina inkino zo gukubita mu maso canke kwambara ubusa. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe

z'Imana Allah), yavuze iti: "Nivyashika ko umwe muri mwebwe, arwana na mwenewabo, aririnda kumukubita mu maso". Yashikirijwe na Muslim.

### Urupfasoni rwo gutebura:

### Ikibazo ca 23: Ni uruhe rupfasoni rwo gutebura?

Inyishu: Urupfasoni rwo gutebura, rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Ukuvuga ukuri, ata kinyoma kigiyemwo. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze iti: "Uguhanwa nya guhanwa, ni ukw'urya muntu atera inkuru maze akabesha kugira ngo atwenze abantu; uguhanwa nya guhanwa, ni ukw'uyo muntu, uguhanwa nya guhanwa, ni ukw'uyo muntu". Yshikirijwe na Abu Dawudi, Ahmadi na Al-Tirmidhiy.

2. Ugutebura kutagiramwo ukugaya n'ugusuzugura abandi; ukubageramira canke ukubaca ivutu. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Ntibirekuwe ku mwislamu, ko aca ivutu uwundi mwislamu". Yashikirijwe na Abu Dawudi na Ahmadi.

3. Ukutarenza urugero mu gutebura kenshi. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) , yavuze iti: "Ntugatwenge kenshi, kuko mu vy'ukuri, ugutwenga kenshi kwica umushaha". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Ibnu Maajah

### Urupfasoni rwo kwasamura:

### Ikibazo ca 24: Ni uruhe rupfasoni rwo kwasamura?

Inyishu: Urupfasoni rwo kwasamura, rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Ugushira ukuboko (kw'ukubamfu) , impuzu canke igitambara ku munwa, igihe co kwasamura.

2. Ugushimira Imana Allah uhejeje kwasamura, ugaca uvuga uti: "AL-HAMDU LILLAAH".

3. Uwuri hambavu yawe na we, agaca agusabira impuhwe ku Mana Allah ati: "YAR-HAMUKA LLAAH" (urakagira impuhwe z'Imana Allah).

Hanyuma uwasamuye na we, agaca amusabira kurongoka ati: "YAHDIIKUMU LLAAHU WAYUSWLIHU BAALAKUM" (Imana Allah Ibarongore mu nzira yayo, Yongere Ibatunganirize ivyanyu, Ibahe kuroranirwa).

**Urupfasoni rwo kwayura:**

**Ikibazo ca 25: Ni uruhe rupfasoni rwo kwayura?**

Inyishu:

Urupfasoni rwo kwayura, rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Ukugerageza kwiyumanganya mu kutasama. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze iti: "Ukwayura, guturuka kuri shetani. Nihagira rero umwe muri mwebwe yayura, araca agerageza kwiyumanganya uko ashoboye kwose mu kutayura". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

2. Ukudasohora ijwi uti: "Aah aah !". Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) , yavuze iti: "Ntakayuze ati: "Aah aah!" , kuko iyo umwe muri mwebwe yasamye mu kwayuza, shetani na yo, iraheza ikamutwenga". Yashikirijwe na Ahmadi.

3. Ugushira ukuboko ku munwa igihe co kwayuza. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze iti: "Nihagira umwe muri mwebwe yayura, araca ashira ukuboko kwiwe ku munwa, kuko shetani yohava imwinjira mu kanwa". Yashikirijwe na Muslim. Urupfasoni rw'igisabisho: Ikibazo ca

**26: Ni uruhe rupfasoni rwo gusaba ? Inyishu:**

**Urupfasoni rwo gusaba (igisabisho), rugizwe n'ibi bikurikira**

1. Ukubanza gushimira Imana Allah hamwe no kuyishimagiza.

2. Ugusabira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah). Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze ati: "Iyo uhejeje gusenga, maze ukicara, uraheza ushimagize Imana Allah nk'uko biyikwiye, uce unsabira amahoro n'impuhwe ku Mana Allah, hanyuma rero uheze usabe ivyo wipfuza". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy.

3. Ugutarika amaboko mu gihe co gusaba. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Mu vy'ukuri Imana yanyu Rurema Allah, Nyenimigisha-ntangere ku biremwa, Nyenicubahiro, ni Munyesoni , Mugiraneza, Iragirira isoni umuja wayo mu gihe ataritse amaboko yiwe ayisaba, kuba yoyamanura agataha zirayoye". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Abu Dawudi.

4. Ukwigaya n'ukwirega ivyaha ku Mana Allah, maze ukabigenza nka kurya Musa (nyakugira amahoro y'Imana Allah) yabigenjeje, aho yasavye atakambira Imana Allah ati:

﴿قَالَ رَبِّ إِنِّي ظَلَمْتُ نَفْسِي فَٱغْفِرْ لِي فَغَفَرَ لَهُۥٓۚ إِنَّهُۥ هُوَ ٱلْغَفُورُ ٱلرَّحِيمُ ١٦﴾ [القصص: 16]

﴿ Musa yaciye avuga yigaya ati: "Mana yanje Rurema Allah! Mu vy'ukuri, nirenganije ku kwica umuntu ku karenganyo, ndagusavye rero ko Wongumiriza akabanga Ukambabarira iki caha". Ni ho Imana Allah Yaca Imubabarira nya caha. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Yo Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo﴾. (Al-Qaswasw: 16).

5. Ukutadebukirwa mu gusaba, maze ukaguma usaba kenshi wisubiriza ata kurambirwa;

6. Ukutihutira kuronswa inyishu ku vyo wasavye.

7. Ukudasaba gukora ivyaha canke guca ubuvandimwe. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze iti: "Umuntu ntahengeshanya kwishurwa ku vyo yasavye Imana Allah, mu gihe adasavye gukora icaha canke ngo ace ubuvandimwe, iyo atihutiye kuronswa ivyo yasavye". Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah; ica irabazwa iti: "Ewe Ntumwa y'Imana! Ukwihuta ushatse kuvuga, ni ukuhe?". Ica yishura iti: "Uwusaba araheza akavuga ati: "Ni ukuri narasavye, nongera ndasaba , ariko hamwe n'ivyo vyose, sindaza ndonka inyishu ( Imana Allah ntiraza Indonsa inyishu!) ", agaheza rero akadebukirwa, agaca areka gusaba". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim.

8. Ugusaba mw'ijwi riciye bugufi. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿ٱدۡعُواْ رَبَّكُمۡ تَضَرُّعٗا وَخُفۡيَةًۚ إِنَّهُۥ لَا يُحِبُّ ٱلۡمُعۡتَدِينَ ٥٥﴾ [الأعراف: 55]

﴿ Bemeramana! Nimusabe Imana yanyu Rurema Allah mwicishije bugufi mu mpisho mutiyerekana, umutima uri mu nda﴾. (Al-A'raaf : 55)

9. Ukugumiza umutima hamwe mu gihe co gusaba. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze iti: "Bantu! Ba musaba Imana Allah, mwizeye kuronswa ivyo muyisavye, kandi mumenye ko Imana Allah Itakira igisabisho c'umuntu asaba, umutima wiwe wagoswe, utari hamwe". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy.

10. Ukugira izirikanamana mu gihe co gusaba, ugaheza ugasaba Imana Allah Yonyene mu mahirwe no mu magorwa. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَأَنَّ ٱلۡمَسَٰجِدَ لِلَّهِ فَلَا تَدۡعُواْ مَعَ ٱللَّهِ أَحَدٗا ١٨﴾ [الجن: 18]

﴿ Mu vy'ukuri imisigiti yose, ni iy'Imana Allah, yagenewe ko Isengerwamwo. Kubera ivyo rero, ntimuze muyisengeremwo ikindi

kintu hamwe n'Imana Allah, gutyo muheze musabe, musenge ku bw'Imana Allah﴾. (Al-Jinni: 18).

11. Ukwifashisha amazina n'amatazirano vy'Imana Allah mu gusaba. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَلِلَّهِ ٱلْأَسْمَآءُ ٱلْحُسْنَىٰ فَٱدْعُوهُ بِهَا ۖ وَذَرُوا۟ ٱلَّذِينَ يُلْحِدُونَ فِىٓ أَسْمَٰٓئِهِۦ ۚ سَيُجْزَوْنَ مَا كَانُوا۟ يَعْمَلُونَ ﴿١٨٠﴾﴾ [الأعراف: 180]

﴿ Imana Allah Irafise amazina meza cane aranga ubutore bwayo, nimuyasabishe rero ku Mana Allah﴾ . (Al-A'raaf: 180)

12. Ugutumbera mu butumbero bwo gusenga mu gihe co gusaba. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho havugwa ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), "Itahengeshanya gutakambira Imana yayo Rurema Allah, itaritse amaboko, itumbereye mu butumbero bwo gusenga, gushika n'aho umutamana uri ku bitugu vyayo ukoroka". Yashikirijwe na Muslim.

13. Ugufungura n'ukwambara ibivuye mu vyiza birekuwe. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa ivuga iti: "... hanyuma avuga ivyerekeye umugabo ari ku rugendo rurerure, umushatsi ushwigiriye (udasokoje) ; yuzuye intumo, maze agaheza agatarika amaboko hejuru asaba ati: "Ewe Mana yanje Rurema Allah!...", kandi ivyo afungura abikura mu bizira; ivyo yambara abikura mu bizira, atunzwe n'ibizira; uyo, yokwakirirwa igisabisho ciwe gute!". Yashikirijwe na Muslim

### Urupfasoni rwo gusoma Qor'ani:

### Ikibazo ca 27: Ni uruhe rupfasoni rwo gusoma Qor'ani?

Inyishu: Urupfasoni rwo gusoma Qor'ani, rugizwe n'ibi bikurikira:

1. Ugusoma Qor'ani, umuntu akwije isuku ryo gusenga (yatawaje).

2. Ukwicara mu rupfasoni nta ngere, yisoneye.

3. Ukwikinga ku Mana Allah, kugira Igukingire inyoshambi za shetani mu gihe utanguye gusoma. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿أَفَلَا يَتَدَبَّرُونَ ٱلْقُرْءَانَ أَمْ عَلَىٰ قُلُوبٍ أَقْفَالُهَآ ٢٤﴾ [النحل: 98]

"Mwemeramana! Niwashaka gusoma Qor'ani, urabanza wikinge ku Mana Allah, Igukingire inyoshambi za shetani yavumwe, maze uvuge uti: "A'UUDHU BILLAAHI MINA SSHAYTWAANI RRAJIIM﴾. (An-Nahl: 98).

4. Ugusoma Qor'ani uyizirikana unategera inyungu z'ibiri muri yo. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿أَفَلَا يَتَدَبَّرُونَ ٱلْقُرْءَانَ أَمْ عَلَىٰ قُلُوبٍ أَقْفَالُهَآ ٢٤﴾ [محمد: 24]

﴿ Mbega none indyarya, ntizoza zitegera Qor'ani ngo zinyurwe n'ivyemezo vyayo! Canke imitima yazo irugaye, bigatuma zitanyurwa !﴾ . (Muhammad : 24).

*******

**IKIGABANE CEREKEYE INGESO N'IMIGENZO MYIZA: Ubumenyi bwerekeye ingeso n'imigenzo: Ubumenyi bwerekeye ingeso n'imigenzo: Ni ubumenyi bujanye no kumenya hamwe no gutandukanya ikibi n'iciza; bukerekana neza na neza , ukuntu umuntu akwiye kwigenza mu bijanye no kwubaha no kwubahiriza agateka k'Imana Allah hamwe rero n'agateka k'ibiremwa vyayo.**

**Ikibazo ca 1: Ni ibihe vyiza vyo kurangwa n'ingeso hamwe n'imigenzo myiza?**

Inyishu: Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze ati: "Umwemeramana w'ukuri arusha abandi ukwemera, ni uwurangwa n'ingeso hamwe n'imigenzo myiza kubarusha". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Ahmadi.

**Ikibazo ca 2: Ni kuki dutegerezwa kurangwa n'ingeso hamwe n'imigenzo vy'ikislamu?**

Inyishu: Igituma dutegerezwa kurangwa n'ingeso n'imigenzo vy'ikislamu, ni kubera:

1. Ari vyo bituma dukundwa n'Imana Allah. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze iti: "Abaja b'Imana Allah bakundwa n'Imana Allah kurusha abandi, ni abarangwa n'ingeso hamwe n'imigenzo myiza kubarusha". Yashikirijwe na Al-Haakim na Al-Twabaraaniy

2. Bituma umuntu akundwa n'ibiremwa.

3. Ni co kintu kizoba kiremereye ku munzani w'ivyiza kurusha ibindi ku musi w'izuka. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze iti: "Ikintu kizoba kiremereye cane kurusha ibindi ku munzani w'ivyiza ku musi w'izuka, ni ingeso hamwe n'imigenzo myiza". Yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhiy.

4. Bigwiza indishi zikaba umurengera. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), yavuze iti: "Mu vy'ukuri umwemeramana, ingeso hamwe n'imigenzo vyiwe vyiza, bimushikana ku rugero rw'indishi z'umuntu asenga amasengesho y'ijoro, akongera akipfunga ku murango". Yashikirijwe na Ahmadi.

5. Ni kimwe mu bimenyetso vyerekana ukwemera gutunganye kw'umuntu. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ivuga iti: "Umwemeramana abushitse kuruta abandi, ni uwurangwa n'ingeso hamwe n'imigenzo myiza kubarusha". Yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhiy

**Ikibazo ca 3: Mbega, ingeso hamwe n'imigenzo myiza tuvyabura he?**

Inyishu: Ingeso hamwe n'imigenzo myiza, tuvyabura muri:

1. Qor'ani ntagatifu. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿إِنَّ هَٰذَا ٱلْقُرْءَانَ يَهْدِى لِلَّتِى هِىَ أَقْوَمُ وَيُبَشِّرُ ٱلْمُؤْمِنِينَ ٱلَّذِينَ يَعْمَلُونَ ٱلصَّٰلِحَٰتِ أَنَّ لَهُمْ أَجْرًا كَبِيرًا ٩﴾ [الإسراء: 9]

﴿ Mu vy'ukuri iyi Qor'ani, irongora abantu mu nzira igororotse koko y'ubwislamu, igaha inkuru nziza ihumuriza abemeramana bakora ivyiza bitegetswe, ko bategekanirijwe impera nta ngere﴾ . (Al-Israa-i: 9).

2. Mu nyigisho n'imigenzo vy'intumwa. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) yavuze iti: "Ni ukuri, jewe narungitswe kuba Intumwa kugira ntunganye imigenzo myiza". Yashikirijwe na Ahmadi.

**Ikibazo ca 4: Umugenzo w'ubugwaneza, ni uwuhe? Ubonekera mu biki?**

Inyishu: Ubugwaneza "al-ihsaan", ni ukwama igihe cose witwararitse gushira mu ngiro amabwirizwa y'Imana Allah, ukurangwa n'ubugwaneza ku biremwa hamwe n'ukubikorera ivyiza.

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze ati: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Yabwirije gukorana ubugwaneza ikintu ico ari co cose". Yashikirijwe na Muslim.

Ibintu ubugwaneza bubonekeramwo, ni:

√ Ukugira ubugwaneza mu bikorwa vyo kwiyegereza no gusenga Imana Imwe Rudende Allah, ku buryo umuntu abikorana izirikanabikorwa.

√ Ukugirira ubugwaneza abavyeyi mu mvugo n'ingiro.

√ Ukugirira ubugwaneza impfuvyi n'abakene.

√ Ukugirira ubugwaneza uwukugiriye nabi.

√ Ukugira ubugwaneza mu kuvugana n'abandi.

√ Ukugirira ubugwaneza benewanyu n'incuti za hafi.

√ Ukugirira ubugwaneza umubanyi.

√ Ukugira ubugwaneza mu kuganira muhanahana n'abandi.

√ Ukugirira ubugwaneza ibikoko.

### Ikibazo ca 5: Ni ikihe gihushane c'ubugwaneza?

Inyishu: Igihushane c'ubugwaneza, ni ubukozi bw'ikibi.

Ubukozi bw'ikibi bubonekera mu bintu bikurikira:

* Ireka n'ibura ry'izirikanamana mu bikorwa vyo kwiyegereza no gusenga Imana Allah.

* Ukureka kwubaha no kwubahiriza agateka k'abavyeyi.

* Uguca ubuvandimwe bw'abo musangiye amaraso.

* Ukubanira nabi ababanyi.

* Ukudafasha aboro n'abakene, n'ibindi nko kubabwira nabi no kubagirira nabi.

## Ikibazo ca 6: Ni ayahe moko y'ubwizigirwa ku mbitso? Mbega ubwizigirwa ku mbitso bubonekera mu biki?

Inyishu: Amoko y'ubwizigirwa ku mbitso, ni aya akurikira:

1. Ubwizigirwa ku mbitso, bushingiye ku kwubahiriza agateka k'Imana Allah.

Ubwo na bwo bukaba bubonekera muri ibi bikurikira:

2. Ubwizigirwa ku mbitso yo kwubahiriza ibikorwa vyo kwiyegereza Imana Allah; nko gusenga, gutanga ishikanwa-bwirizwa, kwipfunga, gushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka, n'ibindi mu vyo Imana Allah Yatubwirije gukora.

3. Ubwizigirwa ku mbitso bushingiye ku kwubahiriza agateka k'ibiremwa; nko:

® Kwubaha no kwubahiriza agateka ka zina-muntu mu gucungera icubahiro c'umuryango wiwe

® Kwubaha no kwubahiriza amatungo ya murundi.

® Kwubaha no kwubahiriza ubuzima bwa kiremwa-muntu mu kudasesa amaraso yiwe.

® Ukugumiriza akabanga abantu no ku vyo bakwizeyeko mu mabanga yabo.

Imana Allah Yavuze mu kwerekana ibiranga bene intsinzi mu buzima bwo kw'isi no mu bw'inyuma yo gupfa, Iti:

﴿وَٱلَّذِينَ هُمۡ لِأَمَٰنَٰتِهِمۡ وَعَهۡدِهِمۡ رَٰعُونَ ٨﴾ [المؤمنون: 8]

﴿ Abitwararika nantaryo gucungera imbitso baragijwe no kwubahiriza amasezerano biyemeje﴾ . (Al-Mu-minuun: 8).

## Ikibazo ca 7: Ni ikihe gihushane c'ubwizigirwa ku mbitso?

Inyishu: Igihushane c'ubwizigirwa ku mbitso, ni ubuhemu :Bukaba ari ukutubahiriza agateka k'Imana Allah n'ak'ibiremwa. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تَخُونُواْ ٱللَّهَ وَٱلرَّسُولَ وَتَخُونُوٓاْ أَمَٰنَٰتِكُمۡ وَأَنتُمۡ تَعۡلَمُونَ ٢٧﴾ [الأنفال: 27]

﴿ Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntimugahemukire Imana Allah n'Intumwa yayo mu kurenga ku mabwirizwa yayo. Ntimukanihemukire mwebwe nyene mu kudacungera imbitso mwaragijwe n'Imana Allah, kandi muzi neza ko mutegerezwa kuzibungabunga﴾. (Al-Anfaal: 27)

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze ati: "Ibimenyetso vyerekana indyarya, ni bitatu". Kimwe muri vyo kikaba ari uko "Iyo yizigiwe ku mbitso, arahemuka". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

### Ikibazo ca 8: Ingeso y'ukuvuga ukuri, ni iyihe?

Inyishu: Ingeso y'ukuvuga ukuri, ni ugushikiriza inkuru y'ikintu nk'uko kiri ata kirenzeko ata n'ikigabanyijeko.

Ibintu ukuvuga ukuri kubonekeramwo, ni ibi bikurikira:

- Ukuvuga ukuri mu kuyaga n'abantu.
- Ukuvuga ukuri mu kwubahiriza isango canke isezerano.
- Ukurangwa n'ukuri muri buri mvugo n'ingiro.

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze ati: "Nimwame muri imvugakuri, kuko ukuri gushikana ku gukora ivyiza. Gukora ivyiza na kwo, gushikana umuntu mu Bwami bw'ijuru. Mu vy'ukuri, umuntu adahengeshanya kuvuga ukuri, akitwararika ukuri, haragera aho yandikwa ku Mana Allah ko ari imvugakuri". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim..

### Ikibazo ca 9: Ni kihe gihushane c'ukuvuga ukuri?

Inyishu: Igihushane c'ukuvuga ukuri, ni ukubesha; ukubesha na kwo kukaba ari ugushikiriza canke ugukora igihushanye n'ukuri; nko

kubwira abantu inkuru atari yo, kudashitsa isezerano, no kuba icabona mu kwemeza ikinyoma.

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) , yavuze ati: "Muriyubara kubesha, kuko ukubesha gushikana umuntu ku gukora ivyaha. Gukora ivyaha na kwo, gushikana umuntu mu muriro udahera. Mu vy'ukuri umuntu adahengeshanya kubesha, akanavyitwararika, haragera aho yandikwa ku Mana Allah ko ari umubeshi ruhebwa". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim. Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze ati: "Ibimenyetso vyerekana indyarya, ni bitatu". Muri vyo, ni uko "Iyo iganiriye irabesha; n'iyo itanze isango ntiheza ngo ishitse isezerano. Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim..

### Ikibazo ca 10: Ni ayahe moko y'ukwihangana?

Inyishu: Ukwihangana, kugizwe n'amoko atatu:

1. Ukwihanganira iyumviramana.
2. Ukwihanganira kudakora ivyaha.
3. Ukwihanganira ishirwa mu ngiro ry'ivyagezwe bibabaje kuri wewe mu gihe bigushikiye, maze ugashimira Imana Allah uko biri kwose.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَكَأَيِّن مِّن نَّبِيٍّ قَٰتَلَ مَعَهُۥ رِبِّيُّونَ كَثِيرٞ فَمَا وَهَنُواْ لِمَآ أَصَابَهُمۡ فِي سَبِيلِ ٱللَّهِ وَمَا ضَعُفُواْ وَمَا ٱسۡتَكَانُواْۗ وَٱللَّهُ يُحِبُّ ٱلصَّٰبِرِينَ١٤٦﴾ [آل عمران: 146]

﴿ burya Imana Allah Irakunda abihangana﴾ . (Aali Imraani: 146)

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), na we yavuze ati: " Biratangaje ibishikira umwemeramana; mu vy'ukuri ikimushikiye cose, kuri we kiba ari ivyiza bisa, kandi ivyo vyiza bisa, ntibironka uwo ari we wese kiretse umwemeramana gusa; iyo ashikiwe n'iciza kimuhimbara arashima, maze bikaba kuri we ivyiza bisa; iyo naho ashikiwe n'ikibi kimutuntuza, arihangana, maze bikaba kuri we ivyiza bisa". Yashikirijwe na Muslim..

### Ikibazo ca 11: Ni ikihe gihushane c'ukwihangana?

Inyishu: Igihushane c'ukwihangana, ni ukudebukirwa mu kutihanganira iyumviramana, mu kutihanganira kudakora ivyaha, no mu kugira umwikomo mu mvugo n'ingiro kw'ishirwa mu ngiro ry'ivyagezwe kuri wewe mu gihe bigushikiye.

Ibintu, ukudebukirwa mu kutihangana kubonekeramwo, ni ibi bikurikira:

(n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze ati: "Ntibikabe ko hagira n'umwe muri mwebwe yipfuza urupfu abitewe n'ikibi kimushikiye; niyarengerwa, bikaba ngombwa ko yobikora ukwo, araca atakambira Imana Allah avuga ati: "Mana yanje Nzima! Mpa ukubaho mu gihe cose ubuzima buzoba burimwo ineza kuri jewe; maze Ubunyake mpfe, urupfu nirwaba ari ineza kuri jewe"". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

1. Ukwikubita ku matama ku kwihebura.

2. Ukwitaburirako impuzu.

3. Kugumiza imishatsi ari ibishwigiri (Kureka kwisokoza)

4. Ukwisabira guhitanwa n'impanuka. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Ntaharurwa muri twebwe abemeramana, uwo wese yiyamasura akikubita ku matama ku kwihebura, akitaburirako impuzu, akisabira igisabisho c'abasenga ibintazi batazi Imana Allah, bisabira ko bohitanwa n'impanuka". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy. Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze ati: "Mu vy'ukuri, indishi ihambaye ihabwa uwihanganiye igeragezwa rihambaye. Mu vy'ukuri, Imana Allah iyo Ikunze umugwi w'abantu, Irabagerageza; maze uwushimishijwe n'iryo geragezwa muri bo, akishimirwa n'Imana Allah! Uwugize umwikomo na we agashavura kubera iryo geragezwa, agashavuririrwa n'Imana Allah". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Ibnu Maajah..

### Ikibazo ca 12: Ni iyihe ngeso y'ugufashanya n'abandi??

Inyishu: Ingeso y'ugufashanya n'abandi, ni ugufadikanya n'abantu mu guharanira ukuri no mu gukora ivyiza.

Ibintu, ugufashanya n'abandi kubonekeramwo, ni ibi bikurikira:

- Ugufashanya n'abandi mu gusubiza utwa murundi.
- Ugufashanya n'abandi mu kubuza umuntu kurenganya abandi.
- Ugufashanya n'abandi mu gukemurira abantu ingorane.
- Ugufashanya n'abandi mu gukora ivyiza ivyo ari vyo vyose.
- Ukudafashanya mu gukora ivyaha, mu kubiba urwanko no mu kugeramira abandi.

Imana Allah Yavuze Iti

﴿يَـٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا تُحِلُّواْ شَعَـٰٓئِرَ ٱللَّهِ وَلَا ٱلشَّهْرَ ٱلْحَرَامَ وَلَا ٱلْهَدْىَ وَلَا ٱلْقَلَـٰٓئِدَ وَلَآ ءَآمِّينَ ٱلْبَيْتَ ٱلْحَرَامَ يَبْتَغُونَ فَضْلًا مِّن رَّبِّهِمْ وَرِضْوَٰنًا ۚ وَإِذَا حَلَلْتُمْ فَٱصْطَادُواْ ۚ وَلَا يَجْرِمَنَّكُمْ شَنَـَٔانُ قَوْمٍ أَن صَدُّوكُمْ عَنِ ٱلْمَسْجِدِ ٱلْحَرَامِ أَن تَعْتَدُواْ ۘ وَتَعَاوَنُواْ عَلَى ٱلْبِرِّ وَٱلتَّقْوَىٰ ۖ وَلَا تَعَاوَنُواْ عَلَى ٱلْإِثْمِ وَٱلْعُدْوَٰنِ ۚ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ ۖ إِنَّ ٱللَّهَ شَدِيدُ ٱلْعِقَابِ ﴿٢﴾﴾ [المائدة: 2]

﴿Bemeramana! Muraheza rero mufashanye gukora ivyiza n'ibikorwa vy'igamburukiramana,; ntimugafashanye gukora ibituma mugwa mu vyaha no kurenga ku mabwirizwa y'Imana Allah, muheze rero kandi mwiyubare guca kubiri n'amabwirizwa yayo. Mu vy'ukuri, Imana Allah Irahana Igahasha abaca kubiri n'amabwirizwa yayo﴾. (Al-Maa-da: 2)

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze ati: "Umwemeramana ku mwemeramana mu kwunga urunani , ni nka kurya kw'inyubakwa ifatanye ibuye ku rindi". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim. Umuvugishwamana (nyakugira amahoro vy'impuhwe z'Imana Allah), yarongeye avuga ati: "Umwislamu, ni mwenewabo n'uwundi mwislamu; ntamurenganya, eka ntanamutanga ngo agiririrwe nabi; uwitwararitse gutunganiriza mwenewabo ico akeneye, na we nyene Imana Allah Iraheza Ikamutunganiriza ico akeneye; uwukemuriye umwislamu ingorane yamushikiye, na we nyene Imana Allah Izomukemurira ingorane ziwe ku musi w'izuka; uwugumirije akabanga umwislamu, na we nyene Imana Allah Izomugumiriza akabanga ku musi w'izuka". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na muslim.

## Ikibazo ca 13: Ingeso z'ukugira isoni , zigizwe n'imice iyihe?

Inyishu:

Ingeso z'isoni zigizwe n'iyi mice ikurikira:

1. Ukugirira isoni Imana Allah mu kutayigabitanyiriza.

2. Ukugira isoni mu bantu: Ivyo biba mu kutaganirira aho bari amajambo y'ubushirasoni no mu kutambara ubusa imbere yabo.

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Ukwemera, kugizwe n'imice mirongo indwi n'iyirenga", canke "mirongo itandatu n'iyirenga"; uwa mbere uhambaye muri yo, ni ukuvuga ijambo ryo kwemanga uti: "LAA ILAAHA ILLA LLAAH"; uwa nyuma ubayabaye muri yo, ukaba ari ugukura mu nzira ibibangamira abarengana. Burya rero, ni ukugira isoni, ni umuce mu mice y'ukwemera". Yashikirijwe na Muslim.

## Ikibazo ca 14: Ingeso y'ukugira impuhwe, ibonekera mu biki?

Inyishu: Ingeso y'ukugira impuhwe, ibonekera muri ibi bikurikira:

1. Ukugirira impuhwe abageze mu zabukuru mu kububaha no kububahiriza.

2. Ukugirira impuhwe abana. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana ), ivuga iti: "ntaharurwa muri twebwe abemeramana, uwo wese adasonera umukuru muri twebwe ngo amwubahe amwubahirize, ntanagirire n'impuhwe umwana muto muri twebwe". Yashikirijwe na Ahmadi.

3. Ukugirira impuhwe umworo, umukene n'uwugarijwe n'ibibazo.

4. Ukugirira impuhwe igikoko mu kukigaburira kandi ntukibangamire.

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze ati: "Uzobona ibiranga abemeramana, mu kugiriranira

impuhwe; mu gukundana; mu kugiriranira ikigumbagumba, ari nka kurya kw'umubiri umwe, iyo hagize igihimba kirwara, ibindi bihimba vyose birifadikanya na co mu kurara ntibuca n'inyonko n'akantu". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Abanyempuhwe, bagirirwa impuhwe na Nyenimpuhwe ku biremwa. Kubera ivyo rero, ba mugirira impuhwe abari kw'isi, Imana Allah Iri mw'ijuru na Yo, Izobagirira impuhwe". Yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhiy..

## Ikibazo ca 15: Ingeso y'ugukunda, igizwe n'imice iyihe?

Inyishu: Ingeso y'ugukunda, igizwe n'imice ikurikira:

1. Ugukunda Imana Allah.Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ أَشَدُّ حُبّٗا لِّلَّهِۗ ١٦٥﴾ [البقرة: 165]

﴿ Nayo abemeramana barakunda bakubaha Imana Allah kurusha uko nya bantu bakunda ibigirwamana vyabo﴾ . (Al–Baqara: 165).

2. Ugukunda Intumwa Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah).Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Ndarahiye kw'izina ry'Uwufise umushaha wanje mu minwe yiwe, ko ata n'umwe muri mwebwe azoba yemera bikwiye, atabanje kunkunda kurusha uko akunda abavyeyi biwe hamwe n'abana biwe". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy.

3. Ugukunda abemeramana, maze ukabipfuriza kuronka ivyo wipfuza kuronka.Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze ati: "Nta n'umwe muri mwemwe aremera bikwiye, atabanje kwipfuriza mwenewabo kuronka ivyo na we nyene yipfuza kuronka". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy.

## Ikibazo ca 16: Mbega akamwemwe, ni iki?

Inyishu:

Akamwemwe, ni ukuba ukeye mu maso hamwe n'umunezero no kumwenyura, maze ukavyerekana mu gihe uhuye n'abandi.

Akamwemwe rero, ni igihushane c'ukwijiririrwa mu maso mu gihe uhuye n'abandi. Ni ingeso ituma udahurumbirwa n'abantu bigatuma baguhunga.

Harakiriwe inyigisho nyinshi z'intumwa, inyigisho zerekana ivyiza vy'ukugira akamwemwe uri mu bandi. Muri zo, ni iyakiriwe na Abu Dharri (Imana Allah Imwishimire), aho yavuze ati: "Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yambwiye ati: "Ntukagaye ngo usuzugure akantu na gato mu vyiza ukora, n'aho kwoba ari uguhura na mwenewanyu ufise akamwemwe mu maso"". Yashikirijwe na Muslim. Intuwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Ukumwenyurira mwenewanyu, ni imperezwa uhemberwa". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy..

## Ikibazo ca 17: Ugusharika "al-hasad", ni iki?

Inyishu: Ugusharika "al-hasad", ni ukwipfuza ko inema iva ku muntu akayitakaza; canke ugashavuzwa n'uko afise nya nema.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَمِن شَرِّ حَاسِدٍ إِذَا حَسَدَ۝﴾ [الفلق: 5]

(N'inabi y'umunyeshari iyo asharitse﴾. (Al-Falaq: 5).

Anasi mwene Maaliki (Imana Allah Imwishimire) yarakiriye inyigisho y'intumwa, ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Ntimukankane, ntimugasharikane, ntimugahane imigongo, nimube abaja b'Imana Allah, maze mubane mu rukundo". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim..

## Ikibazo ca 18: Ugutebura "istihzaa-i", ni iki?

Inyishu: Ugutebura "istihzaa-i", ni ugusuzugura umwislamu mwenewanyu. Ico na co ntikirekuwe nambaImana Allah Yavuze Ibuza ugutebura, Iti:

﴿يَـٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ لَا يَسۡخَرۡ قَوۡمٞ مِّن قَوۡمٍ عَسَىٰٓ أَن يَكُونُواْ خَيۡرٗا مِّنۡهُمۡ وَلَا نِسَآءٞ مِّن نِّسَآءٍ عَسَىٰٓ أَن يَكُنَّ خَيۡرٗا مِّنۡهُنَّۖ وَلَا تَلۡمِزُوٓاْ أَنفُسَكُمۡ وَلَا تَنَابَزُواْ بِٱلۡأَلۡقَٰبِۖ بِئۡسَ ٱلِٱسۡمُ ٱلۡفُسُوقُ بَعۡدَ ٱلۡإِيمَٰنِۚ وَمَن لَّمۡ يَتُبۡ فَأُوْلَـٰٓئِكَ هُمُ ٱلظَّـٰلِمُونَ ١١﴾ [الحجرات: 11]

Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Ntihakagire umugwi w'abagabo usuzugura uwundi mugwi, kumbure hari n'aho umugwi usuzuguwe muri bo, woba urangwa n'ubutore gusumba umugwi wawusuzuguye. No mu bagore nyene, ntihakagire umugwi muri bo usuzugura uwundi mugwi, kumbure hari n'aho umugwi wasuzuguwe muri bo, woba urangwa n'ubutore gusumba umugwi wawusuzuguye. Ntimugatezanye urubwa, kandi ntimugatazirane amazina mabi (adakundwa). Ni bibi cane ko mwitana izina ry'ubunyakibi mu nyuma y'aho mumariye kuba abislamu, mugatahura ububi bwavyo. Uwutazokwigaya rero ngo avavanure no kwitana izina nk'iryo, azoba ari mu birenganije﴾. (Al-Hujuraat: 11).

## Ikibazo ca 19: Ukwicisha bugufi "al-tawaadwu'u", ni iki?

Inyishu: Ukwicisha bugufi "al-tawaadwu'u", ni umuntu kutibona ko ari hejuru y'abandi mu kutabasuzugura no kutanka ukuri n'ibigirankana. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَعِبَادُ ٱلرَّحۡمَٰنِ ٱلَّذِينَ يَمۡشُونَ عَلَى ٱلۡأَرۡضِ هَوۡنٗا وَإِذَا خَاطَبَهُمُ ٱلۡجَٰهِلُونَ قَالُواْ سَلَٰمٗا ٦٣﴾ [الفرقان: 63]

﴿ Abaja beranda ba Nyenimpuhwe Allah, ni barya bagenda kw'isi mw'iteka n'itekane bicishije bugufi; n'iyo hagize abantu b'inshirasoni bababwira nabi, baraheza bakabishura mu bwitonzi ijambo ry'ihumure ritabata mu vyaha﴾ . (Al-Furqaan : 63).

Ni ukuvuga: Abicisha bugufi Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), na yo yavuze iti: "Nta muntu yicisha bugufi

ku bw'Imana Allah, kiretse ko Imana Allah Imuduza icubahiro". Yashikirijwe na Muslim. Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze kandi iti: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Yampishuriye ko mwokwicisha bugufi gushika n'aho ata n'umwe yokwishira hejuru agasuzugura uwundi , ata n'uwokwiganza ku wundi ngo amurenganye". Yashikirijwe na Muslim.

## Ikibazo ca 20: Ni ayahe moko y'ukugira amanyama n'ubwishime (ukwibona) bibujijwe?

Inyishu: Amoko y'ukugira amanyama n'ubwishime bibujijwe, ni aya akurikira:

1. Ukugira amanyama mu kwanka no kutemera ukuri.

2. Ukugira amanyama n'ubwishime mu gusuzugura abandi.

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Ntarota yinjira mu Bwami bw'ijuru, uwo wese afise mu mutima wiwe akantu k'amanyama n'ubwishime kangana n'ururo". Umwe mu bari aho, aca avuga ati: "Mu vy'ukuri, hari umuntu usanga akunda ko agahuzu yambaye kaba keza (akaberwa), n'akarato yambaye kakaba keza (agashaza). Uyo yoba ari mu bafise amanyama n'ubwishime?". Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ica imubwira iti: "Mu vy'ukuri, Imana Allah ni Nziza kandi Irakunda ubwiza (bw'abambara bagashaza, bakaberwa). Burya ukugira amanyama n'ubwishime, ni uguhonyanga ukuri n'ibigirankana, hamwe rero n'ugusuzugura abantu". Yashikirijwe na Muslim.

3. Uguhonyanga ukuri n'ibigirankana.

4. Ugusuzugura abantu.

5. Ukwambara agahuzu keza hamwe n'akarato keza, ntibiri mu bwishime n'amanyama biranga umuntu.

## Ikibazo ca 21: Ni ayahe moko y'ugusondeka kubujijwe?.

Inyishu:

Amoko y'ugusondeka kubujijwe, ni aya akurikira:

1. Ugusondeka mu rudandazwa (mu kugura no mu kugurisha); ukwo na kwo kukaba ari uguhisha akanenge kari mu bidandazwa.

2. Ugukoresha urwenge mu kurondera ubumenyi; nko kwiba kw'abanyeshure mu kibazo.

3. Ukwiyorobeka mu kuba icabona c'ikinyoma mu kwemeza ikinyona canke mu guhakana ukuri.

4. Ukutubahiriza isango canke isezerano ry'ivyo uvuga canke wiyemeje.

Hari inyigisho y'intumwa ibuza gusondeka, ivuga ko mu vy'ukuri , Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yaciye ahari ibinyantete vyanzwe mu mituri, ica ibishiramwo ikiganza, maze yumva ibiri musi birabomvye, ica ivuga iti: "Muntu uriko uradandaza! Ibi numva bibomvye musi, ni ibiki?". Nya mudandaza aca yishura ati: "Ewe Ntumwa y'Imana! Vyanyagiwe n'imvura". Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), ica imubwira iti: "Ntube wabishira hejuru y'ibindi, kugira ngo abagura babibone ko vyanyagiwe! Uwo wese rero asondeka, ntaharurwa mu bemeramana bankurikiye". Yashikirijwe na Muslim.

Ibinyantete vyanzwe mu mituri

**Ikibazo ca 22: Ni iyihe ndangurakintu y'ijambo: ukwandagaza abantu "Al-ghiiba"?**

Inyishu: Ukwandagaza abantu "Al-ghiiba", ni kurya kuvuga kuri mwenewanyu, inkuru adakunda ko ivugwa, maze ukamuvuga atari ho ari (atavyumva). Imana Allah Yavuze Iti:

﴿يَـٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ ٱجْتَنِبُواْ كَثِيرًا مِّنَ ٱلظَّنِّ إِنَّ بَعْضَ ٱلظَّنِّ إِثْمٌۖ وَلَا تَجَسَّسُواْ وَلَا يَغْتَب بَّعْضُكُم بَعْضًاۚ أَيُحِبُّ أَحَدُكُمْ أَن يَأْكُلَ لَحْمَ أَخِيهِ مَيْتًا فَكَرِهْتُمُوهُۚ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَۚ إِنَّ ٱللَّهَ تَوَّابٌ رَّحِيمٌ ١٢﴾ [الحجرات: 12]

﴿ ... ntimukandagazanye. Burya none muri mwebwe, hari uwokunda ko yorya inyama z'umubiri w'umuvukanyi wiwe yamaze gupfa! Nimwanke mwankirize rero kwandagazanya, kuko kwandagaza umuntu ari nko kumurya inyama yapfuye. Nimugamburukire Imana Allah mu kwubahiriza amabwirizwa yayo. Mu vy'ukuri Imana Allah, ni Nyenukwumvirabigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo﴾. (Al-Hujuraat: 12)

## Ikibazo ca 23: Ni iyihe ndangurakintu y'ijambo: uguteranya abantu "An-namiima"?

Inyishu: Uguteranya "An-namiima", ni ukwimura amajambo uyatwara aha na hariya , mu ntumbero y'ugutosekaza imigenderanire myiza iri hagati y'abantu.

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Gateranya, ntazokwigera ahonyoza ikirenge mu Bwami bw'ijuru". Yashikirijwe na Muslim.

## Ikibazo ca 24: Ni iyihe ndangurakintu y'ijambo: ubunebwe "Al-kasal"?

Inyishu: Ubunebwe "Al-kasal", ni ukwikwega mu gukora iciza n'ibindi umuntu yategerezwa gukorera ku mwanya.

Akarorero, ni nka kurya umuntu yikwega mu gihe co gukora ivyiza bitegetswe.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿إِنَّ ٱلۡمُنَٰفِقِينَ يُخَٰدِعُونَ ٱللَّهَ وَهُوَ خَٰدِعُهُمۡ وَإِذَا قَامُوٓاْ إِلَى ٱلصَّلَوٰةِ قَامُواْ كُسَالَىٰ يُرَآءُونَ ٱلنَّاسَ وَلَا يَذۡكُرُونَ ٱللَّهَ إِلَّا قَلِيلٗا ١٤٢﴾ [النساء: 142]

﴿Mu vy'ukuri, indyarya ziriyorobeka mu kugaragaza ukwemera zigahisha ubugarariji, zibwira ko zihenda Imana Allah, mu gihe Imana Allah na Yo Izozihembera ukwo kwiyorobeka mu kwemera, Ikazihana. Iyo rero zihagurutse ngo zije gusenga zihagurukana ubunebwe mu kwiyerekana gusa, eka mbere ntizigera zininahaza zitazira Imana Allah kiretse gake cane﴾. (An-Nisaa-i: 142).

Birakenewe rero ko umwemeramana areka ubunebwe, maze agahurumbira ibikorwa mu buzima bwo kw'isi , agakorana umwete n'ubwira ibikorwa bishimisha Imana Allah, maze akabikorana ishaka ryinshi.

### Ikibazo ca 25: Ni ayahe moko y'ishavu "Al-ghadwab"?

Inyishu: Amoko y'ishavu "Al-ghadwab", ni aya akurikira:

1. Ishavu rishimwa: Na ryo rikaba ari rirya shavu ugira ku bw'Imana Allah, mu gihe hagize n'umwe mu bagarariji, mu ndyarya, canke mu bandi, ahonyanga akarenga ku mabwirizwa yayo.

2. Ishavu ryamiririrwa kure (rinegurwa): Na ryo rikaba ari rirya shavu rituma umuntu akora canke akavuga ibitaroranye.

Uburyo bwo kuvura ishavu ryamiririrwa kure :

Uburyo bwo kuvura ishavu ryamiririrwa kure , ni ubu bukurikira: - Ugutunganya isuku ryo gusenga (gutawaza).

- Ukwicara mu gihe woba wari uhagaze, ukuryama hasi mu gihe woba wari wicaye.

- Ukwitwararika kwubahiriza impanuro y'Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yatanze avuga ati: "Ntugashavure".

- Ukwigumya mu kudatwarwa n'ishavu.

- Ukwikinga ku Mana Allah Igukingire inyoshambi za shetani mu kuvuga uti: "A'UUDHU BILLAAHI MINA SSHAYTWAANI RRAJIIM".

- Uguceceka..

**Ikibazo ca 26: Ni iyihe  ndangurakintu y'ijambo: Gusuma urusaku "Al-tajassus"?**

Inyishu: Ugusuma urusaku "Al-tajassus": Ni ukwinjira mu buzima bw'abantu , mu ntumbero yo kurondera kumenya inkuru zabo, benezo batipfuza ko zoja ku mugaragaro. Bimwe mw'isuma ry'urusaku rubujijwe, ni ibi bikurikira: - Ukurondera kumenya inkuru z'ukuntu abantu babayeho mu miryango yabo. - Ukwumviriza mu mpisho ibiganiro vy'abantu. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَلَا تَجَسَّسُوا۟ ۝١٢﴾ [الحجرات: 12]

﴿ kandi ntimukagendereze murondera kumenya utunenge twabo ﴾. (Al-Hujuraat: 12).

**ikibazo ca 27: Ni iyihe ndangakintu y'ijambo: gusesagura "al-israaf"? N'iy'ijambo: ubugumyi "al-bukhl"? N'iy'ijambo: ubugiraneza "al-karam"?**

Inyishu: Ugusesagura "al-israaf": Ni ugukoresha amatungo mu buryo butarekuwe. Ugusesagura, ni  igihushane c'ijambo ubugumyi "al-bukhl". Ijambo "Ubugumyi", risigura umuntu kuba impfumbasi, ntihagire ico yikura mu matungo ngo agitange mu bintu birekuwe. Ikibereye rero, ni uko umuntu yoba hagati na hagati mu gukoresha amatungo ata gusesagura ata n'ukuba ingumyi, maze akaba umuntu w'umugiraneza mu gutanga. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَٱلَّذِينَ إِذَآ أَنفَقُوا۟ لَمْ يُسْرِفُوا۟ وَلَمْ يَقْتُرُوا۟ وَكَانَ بَيْنَ ذَٰلِكَ قَوَامًا ۝٦٧﴾ [الفرقان: 67]

﴿ Abadasesagura iyo batanze mu matungo yabo canke ngo babe ingumyi, bagaheza rero bagatanga ku rugero ruri hagati na hagati﴾ . (Al-Furqaan: 67).

**Ikibazo ca 28: Ni iyihe nsiguro ndangurakintu y'ijambo: ubutinyi "al-jubn"? n'iy'ijambo: ubutwari "al-shujaa'a"?**

Inyishu: Ubutinyi "al-jubn": Ni umuntu gutinya kwubahuka gukora ikintu runaka, mu gihe atategerezwa gutinya.

Akarorero, ni nko gutinya kuvuga ukuri canke kwamirira kure ikibi.

Ubutwari "al-shajaa'a": Ni umuntu kwubahuka akitanganiza gukora ikintu yategerezwa gukora; nko kuja ku rubuga rw'intambara mu guharanira ko idini ry'ubwislamu hamwe n'abislamu vyotsimbatara.

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yahora avuga mu gisabisho ciwe ati: "ALAAHUMMA INNII A'UUDHU BIKA MINA L-JUBNI..." (Mana yanje Nzima! Ndakwikinzeko Unkingire kuba umunyabwoba... ) Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yaranavuze iti: "Umwemeramana w'imirya, ni we ntore akundwa n'Imana Allah kurusha umwemeramana w'ingoga nke. N'aho biri ukwo, umwe wese muri bo, arafise ivyiza bimuranga". Yashikirijwe na Muslim.

## Ikibazo ca 29: Ni ayahe majambo kizira ko umuntu yovuga ku rurimi rwiwe?

Inyishu: Amwe mu majambo, kizira ko ururimi rw'umuntu rwoyavuga, ni aya akurikira: - Ukuvumagura no gutukagura abantu.

Ukwubahuka kubwira umuntu ko ari igikoko, canke irindi jambo ribi nk'iryo.

Ukwandagaza abandi ukoresheje amajambo y'ibitutsi vy'agahomerabunwa.

Ivyo vyose rero, Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) , yarabibujije, aho yavuze ati: "Umwemeramana, si umuntu yama anebagura abandi; abavumagura; abatukagura ibitutsi vy'agahomerabunwa". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Ibnu Hibbaani.

## Ikibazo ca 30: Ni izihe mvo zifasha umwislamu kugira ingeso n'imigenzo myiza?

Inyishu: Imvo zifasha umwislamu kugira ingeso n'imigenzo myiza, ni izi zikurikira:

1. Ugusaba Imana Allah ko Iguha imigenzo myiza Ikagufasha mu kugushoboza kuyitsimbatarako.

2. Ugucungera amabwirizwa y'Imana Allah; ukamenya ko Ikuzi neza na neza , kandi ko Ikwumva Inakubona aho uri hose.

3. Ukwama wibuka indishi z'ukurangwa n'ingeso n'imigenzo myiza, n'uko ari yo mvo nyamukuru y'ukwinjira mu Bwami bw'ijuru.

4. Ukwama wibuka iherezo ribi ryo kurangwa n'ingeso n'imigenzo mibi; n'uko ari yo mvo nyamukuru yo kwinjira mu muriro udahera.

5. Ukwama wibuka ko ukurangwa n'ingeso n'imigenzo myiza bituma ukundwa n'Imana Allah, ugakundwa n'ibiremwa; n'uko ukurangwa n'ingeso n'imigenzo mibi bituma ushavuririrwa n'Imana Allah, ukanagiririrwa umwikomo n'ibiremwa.

6. Ugusoma amateka na kahise k'Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), maze ukamwigana ukuntu yabayeho.

7. Ukugira ubugenzi n'intore mu bantu hamwe n'ukwirinda kugendana n'abagenzi babi

*******

**IKIGABANE CEREKEYE IBISABISHO, ITAZIRA N'ININAHAZAMANA Ubumenyi bw'itazira n'ininahazamana Indangurakintu y'ijambo: itazira n'ininahazamana Itazira n'ininahazamana: Ni ugukoresha ururimi mu kuvuga amajambo y'itazira n'ininahazamana. Aha twovuga nk'aya majambo akurikira: "al-tahliil" (ukwemanga ko ata mana ibwirijwe gusengwa atari Allah, uti: "LAA ILAAHA ILLA LLAAH"), "al-takbiir" (ugukuza Imana Allah uti: "ALLAAHU AKBAR"), "AL-TASBIIH" (ukuninahaza Imana Allah uti: "SUB-HAANA LLAAH"), "AL-TAHMIID" (ugushimagiza Imana Allah uti: "AL-HAMDU LILLAH"), "AL-ISTIGHFAAR" (ugusaba imbabazi Imana Allah uti: "ASTA-GHFIRU LLAAH"), "AL-THANAA-I" (ugutazira Imana Allah mu kuyihayagiza), Itazira n'ininahazamana ry'igitondo n'umugoroba, ry'inyuma y'amasengesho, igihe co kuryama, iry'igihe co kuvyuka, n'ibindi bisabisho rero vyakiriwe ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), bikoreshwa mu bihe n'ahantu hatandukanye. Itazira n'ininahazamana ryiza gusumba ibindi, ni rirya rivugirwa ku mushaha hamwe no ku rurimi..**

### Ikibazo ca 1: Ni ibihe vyiza vy'itazira n'ininahazamana?

Inyishu:

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze ati: "Akarorero k'umuntu atazira akaninahaza Imana yiwe Rurema Allah, n'ak'umuntu atayitazira atanayininahaza, ni nka k'umuntu muzima n'uwapfuye". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy.

Aka karorero, kerekana ko akamaro k'ubuzima bw'umuntu gashingiye ku rugero rw'itazira n'ininahazamana ryiwe.

**Ikibazo ca 2: Ni izihe zimwe mu nyungu z'itazira n'ininahazamana?**

Inyishu: Zimwe mu nyungu z'itazira n'ininahazamana, ni uko:

1. Rishimisha Nyenimpuhwe.

2. Ryirukana shetani.

3. Rikingira umwislamu inabi.

4. Rigwiriza umuntu impembo n'indishi.

**Ikibazo ca 3: Ni irihe jambo ry'itazira n'ininahazamana ryiza gusumba ayandi?**

Inyishu: Ijambo ry'itazira n'ininahazamana ryiza gusumba ayandi majambo, ni "LAA ILAAHA ILLA LLAAH". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Ibnu Maajah.

**Ikibazo ca 4: Iyo uvyutse wikanguye, uvuga iki?**

Inyishu: Iyo mvyutse mvuga nti: "AL-HAMDU LILLAAHI LLADHII AH-YAANAA BA'DA MAA AMAATANAA, WA-ILAYHI NNUSHUUR" (Nihashimagizwe Imana Allah Yo Yadusubije ubuzima inyuma yuko Ibutwatse, ni no kuri Yo iyegeranywa ryacu). Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

**Ikibazo ca 5: Iyo uriko urambara impuzu, uvuga iki?**

Inyishu: Iyo ndiko ndambara impuzu, mvuga nti: "AL-HAMDU LILLAAHI LLADHII KASAANII HAADHA TTHAWBA WARAZAQANIIHI MIN GHAYRI HAWLIN MINNII WALAA QUWWAT" (Nihashimagizwe Imana Allah Yo Yanyambitse iyi mpuzu ikanayindonsa atari ku buhinga atari no ku nguvu vyanje nakoresheje). Yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhiy, n'abandi.

**Ikibazo ca 6: Iyo ukuye impuzu, uvuga iki?**

Inyishu: Iyo nkuye impuzu, mvuga nti: "BISMI LLAAH". Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy.

**Ikibazo ca 7: Ni ikihe gisabisho c'ukwambara impuzu nshasha?**

Inyishu: Igisabisho co kwambara impuzu nshasha, ni: "ALLAAHUMMA LAKA L-HAMDU ANTA KASAWTANIIHI, AS-ALUKA KHAYRAHU WAKHAYRA MAA SWUNI'A LAHU, WA-A'UUDHU BIKA MIN SHARRIHI WASHARRI MAA SWUNI'A LAHU" (Mana Yanje Nzima! Ishimagizwa ni iryawe, Wewe Wanyambitse iyi mpuzu; ndagusavye rero ivyiza vyayo n'ivyiza yahinguriwe; ndanakwikinzeko Unkingire ibibi vyayo n'ibibi yahinguriwe). Yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhiy.

**Ikibazo ca 8: Ni ikihe gisabisho usabira uwambaye impuzu nshasha?**

Inyishu: Iyo ubonye uwambaye impuzu nshasha, uca umusabira ukavuga uti: "TUBLII WAYU-KH-LIFU LLAAH TA'AALAA" (Urakarambisha iyo mpuzu gushika iguherereko, hanyuma Imana Allah Izoguhe iyindi). Yashikirijwe na Abu Dawudi

**Ikibazo ca 9: Ni ikihe gisabisho c'ukwinjira mu bwiherero??**

Inyishu: igisabisho co kwinjira mu bwiherero, ni: "ALLAAHUMMA INNII A'UUDHU BIKA MINA L-KHUBUTHI WAL-KHABAA-ITH" (Mana Yanje Nzima! Mu vy'ukuri, jewe ndakwikinzeko Unkingire ibibi vy'ibihume n'ibihumekazi mu Majini). Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim..

**Ikibazo ca 10: Ni ikihe gisabisho co gusohoka mu bwiherero?**

Inyishu: Igisabisho co gusohoka mu bwiherero, ni: "GHUF-RAANAKA" (Mana yanje Allah! Ndasavye imbabazi zawe). Yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhiy

**Ikibazo ca 11: Imbere y'ugutangura itunganya ry'isuku ryo gusenga, uvuga iki?**

Inyishu: Imbere yo gutangura itunganya ry'isuku ryo gusenga, mvuga nti: "BISMI LLAAH" (Ntanguye kw'izina ry'Imana Allah). Yashikirijwe Abu Dawudi, n'abandi..

### Ikibazo ca 12: Ni ikihe gisabisho gikoreshwa inyuma yo gutunganya isiku ryo gusenga??

Inyishu: Igisabisho gikoreshwa inyuma yo gutunganya isuku ryo gusenga, ni: "ASH-HADU ALLAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAHDAHUU LAA SHARIIKA LAHU, WA-ASH-HADU ANNA MUHAMMADAN ABDUHUU WARASUULUH" (Ndemeye ku mutima wanje, ndavyatuye n'ururimi rwanje nemanga ko ata mana ibwirijwe gusengwa vy'ukuri atari Imana Imwe Rudende Allah Itabangikanywa. Ndemeye kandi ku mutima wanje, ndavyatuye n'ururimi rwanje nemanga ko Muhamadi ari Umuja akongera akaba n'Intumwa yayo). Yashikirijwe na Muslim.

### Ikibazo ca 13: Ni ikihe gisabisho gikoreshwa igihe uvuye muhira?

Igisabisho gikoreshwa igihe mvuye muhira, ni: "BISMI LLAAH, TAWAKKALTU ALA LLAAH, WALAA HAWLA WALAA QUWWATA ILLAA BILLAAH" (Nsohotse kw'Izina ry'Imana Allah, ni kuri Yo nishimikije ndayizeye, nta n'ubuhinga bwo guhunga ibicumuro eka nta n'inguvu zo gukora ibitegetswe kiretse ivyo nshobojwe n'Imana Allah). Yashikirijwe Abu Dawudi na Al-Tirmidhiy..

### Ikbazo ca 14: Ni ikihe gisabisho gikoreshwa igihe co kwinjira mu nzu(iyo utashe muhira)?

Inyishu: Igisabisho gikoreshwa igihe co kwinjira mu nzu (iyo utashe) , ni: "BISMI LLAAHI WALAJNAA, WA BISMI LLAAHI KHARAJNAA, WA'ALA LLAAHI RABBINAA TAWAKKALNAA" (Twinjiye kw'izina ry'Imana Allah, kandi twasohotse kw'izina ry'Imana Allah, ni no ku Mana Allah twishimikije mu kuyizera); hanyuma ugaca uramutsa abari mu nzu. Yashikirijwe Abu Dawudi.

### Ikibazo ca 15: Ni ikihe gisabisho gikoreshwa igihe co kwinjira mu musigiti?

Inyishu: Igisabisho gikoreshwa igihe co kwinjira mu musigiti, ni: "ALLAAHUMMA FTAH LII AB-WAABA RAH-MATIKA" (Mana yanje Nzima! Nyugururira imiryango y'impuhwe zawe)...

**Ikibazo ca 16: Ni ikihe gisabisho gikoreshwa igihe usohotse uvuye mu musigiti?**

Inyishu: Igisabisho gikoreshwa igihe uvuye mu musigiti, ni: "ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA MIN FADW-LIK" (Mana yanje Nzima! ndagusavye Unyugururire imiryango y'impano zawe). Yashikirijwe na Muslim.

**Ikibazo ca 17: Iyo wumvise irarikirasengesho (Adhana) , uvuga iki?**

Inyishu: Iyo numvise irarikirasengesho, ndaheza nkavuga nsubiramwo kurya uwurarikira kuja gusenga avuga nkitabira, kiretse kw'ijambo "HAYYA ALA SSWALAAH" no kw'ijambo "HAYYA ALA L-FALAAH", mpeza nkavuga nti: "LAA HAWLA WALAA QUWWATA ILLAA BILLAAH". Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

**Ikibazo ca 18: Mu nyuma y'irarikirasengesho (Adhana) , uvuga iki?**

Inyishu: Mu nyuma y'irarikirasengesho , nca usabira Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), nti: "ALLAAHUMMA SWALLI WASALLIM ALAA NABIYYINAA MUHAMMAD" (Mana yanje Nzima! Hundagaza amahoro n'impuhwe vyawe ku Muvugishwamana wacu Muhamadi). Yashikirijwe na Muslim. Nca mvuga nti: "ALLAAHUMMA RABBA HAADHIHI DDA'WATI TTAAMMAT, WASSWALAATI L-QAA-IMAT, AATI MUHAMMADA NIL-WASIILATA WAL-FADWIILATA, WAB'ATH-HU MAQAAMAN MAH-MUUDA NILLADHII WA'ATTAH" (Mana yanje Nzima! Ewe Mana Rurema y'iri rarikirasengesho ritunganye, n'isengesho ritsimbatajwe! Ndagusavye ko Woha Intumwa Muhamadi icubahiro co hejuru mu Bwami bw'ijuru, n'icubahiro co hejuru y'ibiremwa vyose. Wongere Umuzure afise igihagararo Wamusezeraniye gishimwa n'ibiremwa). Yashikirijwe na Al-Bukhaariy.

Uraheza ugaca usaba ico wipfuza hagati y'irarikirasengesho n'ihagurutsa ryo gusenga (Iqaama) , kuko mu vy'ukuri igisabisho gisabwa muri uwo mwanya, kirakirwa.

### Ikibazo ca 19: Ni ibihe bisabisho vy'itazira n'ininahazamana vy'igitondo n'umugoroba?

Inyishu: Ibisabisho vy'itazira n'ininahazamana, mvuga mu gitondo no ku mugoroba, ni ibi bikurikira:

1. Aayatu l-Kursiy.

﴿ٱللَّهُ لَآ إِلَٰهَ إِلَّا هُوَ ٱلۡحَيُّ ٱلۡقَيُّومُۚ لَا تَأۡخُذُهُۥ سِنَةٞ وَلَا نَوۡمٞۚ لَّهُۥ مَا فِي ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَمَا فِي ٱلۡأَرۡضِۗ مَن ذَا ٱلَّذِي يَشۡفَعُ عِندَهُۥٓ إِلَّا بِإِذۡنِهِۦۚ يَعۡلَمُ مَا بَيۡنَ أَيۡدِيهِمۡ وَمَا خَلۡفَهُمۡۖ وَلَا يُحِيطُونَ بِشَيۡءٖ مِّنۡ عِلۡمِهِۦٓ إِلَّا بِمَا شَآءَۚ وَسِعَ كُرۡسِيُّهُ ٱلسَّمَٰوَٰتِ وَٱلۡأَرۡضَۖ وَلَا يَـُٔودُهُۥ حِفۡظُهُمَاۚ وَهُوَ ٱلۡعَلِيُّ ٱلۡعَظِيمُ ٢٥٥﴾ [البقرة: 255]

﴿ ALLAAHU LAA ILAAHA ILLAA HUWA L-HAYYU L-QAYUUM, LAA TA-KHUDHUHUU SINATUN WALAA NAWM, LAHUU MAA FISSAMAAWAATI WAMAA FIL-ARDWI, MAN DHA LLADHII YASH-FA'U INDAHUU ILLAA BI-IDH-NIHI, YA'LAMU MAA BAYNA AYDIIHIM WAMAA KHAL-FAHUM, WALAA YUHIITWUUNA BISHAY-IN MIN ILMIHII ILLAA BIMAA SHAA-A, WASI'A KUR-SIYYUHU SSAMAAWAATI WAL-ARDWA. WALAA YA-UUDUHUU HIF-DHWUHUMAA WAHUWA L'ALIYYU L'ADHWIIM ﴾ (Allah, ni Yo Mana ata yindi mana ibwirijwe gusengwa atari Yo, Nyenubugingo budashira (nk'uko biyikwiye), Umubungabunzi w'ibiremwa. Ntihunikira eka Ntinasinzira. Ni Yo Mugabe w'ibiri mw'ijuru n'ibiri mw'isi. Nta n'umwe yovugira uwundi kiretse ku burenganzira buvuye kuri Yo, ni Yo Izi bikwiye inkuru z'ibiremwa vyose, kahise, (kubu) na kazoza kavyo. Nta n'umwe ashoboye kumenya na kimwe mu bumenyi bwayo kiretse ivyo Yo Yonyene Ishatse (ko amenya). Intebe y'inganji yayo ikikije amajuru n'isi, kandi ntibiyiruhije kubungabunga ijuru n'isi, Iyo Mana ni Yo Irengeye vyose, Nyenicubahirogisumbavyose). (Al-Baqara: 255).

2. Ngaca nsoma nti BISIMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM :

﴿قُلۡ هُوَ ٱللَّهُ أَحَدٌ ١ ٱللَّهُ ٱلصَّمَدُ ٢ لَمۡ يَلِدۡ وَلَمۡ يُولَدۡ ٣ وَلَمۡ يَكُن لَّهُۥ كُفُوًا أَحَدُۢ ٤﴾ [الإخلاص: 1-4]

" 1. QUL HUWA LLAAHU AHAD, 2. ALLAAHU SSWAMAD, 3. LAM YALID WALAM YUULAD, 4. WALAM YAKUN LAHUU KUFUWAN AHAD"

Incuro zitatu. BISIMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM.

﴿قُلۡ أَعُوذُ بِرَبِّ ٱلۡفَلَقِ ١ مِن شَرِّ مَا خَلَقَ ٢ وَمِن شَرِّ غَاسِقٍ إِذَا وَقَبَ ٣ وَمِن شَرِّ ٱلنَّفَّٰثَٰتِ فِي ٱلۡعُقَدِ ٤ وَمِن شَرِّ حَاسِدٍ إِذَا حَسَدَ ٥﴾ [الفلق: 1-5]

. 1. QUL A'UUDHU BIRABBI L-FALAQ, 2. MIN SHARRI MAA KHALAQ, 3. WAMIN SHARRI GHAASIQIN IDHAA WAQAB, 4. WAMIN SHARRI NNAFFAATHAATI FIL'UQAD. 5. WAMIN SHARRI HAASIDIN IDHAA HASAD.

﴿قُلۡ أَعُوذُ بِرَبِّ ٱلنَّاسِ ١ مَلِكِ ٱلنَّاسِ ٢ إِلَٰهِ ٱلنَّاسِ ٣ مِن شَرِّ ٱلۡوَسۡوَاسِ ٱلۡخَنَّاسِ ٤ ٱلَّذِي يُوَسۡوِسُ فِي صُدُورِ ٱلنَّاسِ ٥ مِنَ ٱلۡجِنَّةِ وَٱلنَّاسِ ٦﴾ [الناس: 1-6]

Incuro zitatu. BISIMI LLAAHI RRAHMAANI RRAHIIM.

1. QUL A'UUDHU BIRABBI NNAAS, 2. MALIKI NNAAS, 3. ILAAHI NNAAS, 4. MIN SHARRI L-WAS-WAASI L-KHANNAAS, 5. ALLADHII YUWAS-WUSU FII SWUDUURI NNAAS, 6. MINA L-JINNATI WANNAAS

Incuro zitatu.

3. "ALLAAHUMMA ANTA RABBII LAA ILAAHA ILLAA ANTA, KHALQTANII WA-ANA ABDUKA, WA-ANA ALAA A'H-DIKA WAWA'DIKA MA STATWA'TU, A'UUDHU BIKA MIN SHARRI MAA SWANA'TU, ABUU-U LAKA BINI'MATIKA ALAYYA, WA-ABUU-U BIDHAMBII, FAGH-FIR LII, FA-INNAHUU LAA YAGH-FIRU DDHUNUUBA ILLAA ANTA" (Mana yanje Nzima! Wewe ni Yo Mana yanje Rurema, nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Wewe. Warandemye na jewe ndi umuja wawe, kandi ndi kw'isango ryawe n'isezerano ryawe uko nshoboye. Ndakwikinzeko Unkingire ingarukambi y'ivyo nakoze, ndemanze imbere yawe inema zawe ndimwo, ndireze kandi ndatuye imbere yawe ivyaha vyanje kugira ngo Umbabarire. Mu vy'ukuri, ntawubabarira ivyaha atari Wewe). Yashikirijwe na Al-Bukhaariy.

**Ikibazo ca 20: Igihe co kuryama, uri ku busaswa uvuga iki?**

Inyishu: Igihe co kuryama ndi ku busaswa, mvuga nti: "BISMIKA LLAAHUMMA AMUUTU WA-AHYAA" (Kw'izina ryawe Mana yanje Nzima! Ndapfa (mw'itiro), ngasubira kuba muzima (mvyutse)). Yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim.

**Ikibazo ca 21: Ugira ufungure, uvuga iki?**

Inyishu: Ngira mfungure, mvuga nti: "BISMI LLAAH" (Ntanguye gufungura kw'izina ry'Imana Allah).

Iyo nibagiye kubivuga mu ntango, aho nibukiye nca mvuga nti:

"BISMI LLAAHI FII AWWALIHI WA-AAKHIRIHI" (Ni kw'izina ry'Imana Allah natanguye mu ntango yo gufungura no mu mpera yo gufungura nyene). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhiy.

**Ikibazo ca 22: Igihe uhejeje gufungura, uca uvuga iki?**

Inyishu: Igihe mpejeje gufungura, nca mvuga nti: "AL-HAMDU LILLAAHI LLADHII ATW'AMANII HAADHA, WARAZAQANIIHI, MIN GHAYRI HAWLIN MINNII WALAA QUWWAT" (Ishimagizwa ni iry'Imana Allah, Yo Yamfunguriye izi mfungurwa Ikazimpa, bitavuye ku buhinga n'inguvu zanje). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Abu Dawudi na Ibnu Maajah, n'abandi..

**Ikibazo ca 23: Umushitsi ahejeje kuzimanwa, asabira gute uwumufunguriye?**

Inyishu: Umushitsi asabira uwamufunguriye ati: "ALLAAHUMMA BAARIK LAHUM FIIMAA RAZAQTAHUM, WAGH-FIR LAHUM WAR-HAMHUM" (Mana yanje Nzima! Bahe imigisha mu vyo Wabaronkeje, Wongere Ubagumirize akabanga ku vyaha vyabo maze uvyirengagize, uheze ubagirire impuhwe). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Muslim..

**Ikibazo ca 24: Umuntu iyo yasamuye, aca avuga iki?**

Inyishu: Umuntu iyo yasamuye, aca avuga ati: "AL-HAMDU LILLAAH" (Ishimagizwa, ni iry'Imana Allah).

Maze uwuri hafi yiwe, agaca amusabira ati: "YAR-HAMKA LLAAH" (Gira impuhwe z'Imana Allah).

Yaheza kumusabira, uri uwundi na we agaca amwishura amusabira ati: "YAH-DIIKUMU LLAAHU WAYUSWLIHU BAALAKUM" (Imana Allah Ibarongore Yongere Ibatunganirize Ibahe kuroranirwa mu vyanyu). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Al-Bukhaariy..

### Ikibazo ca 25: Igihe uhagututse uvuye mu cicaro, uvuga iki?

Inyishu: Igihe mpagurutse mvuye mu cicaro, nca mvuga nti: "SUB-HAANAKA LLAAHUMMA WABIHAMDIKA, ASH-HADU ALLAA ILAAHA ILLAA ANTA, AS-TAGH-FIRUKA WA-ATUUBU ILAYKA" (Mana yanje Nzima! Ubweranda no gushimagizwa bikwiye Wewe. Ndemeye ku mutima wanje, ndavyatuye n'ururimi rwanje, nemanga ko ata mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Wewe. Kubera ivyo rero, ndagusavye umbikire akabanga umbabarire ivyaha, kandi ndigaye imbere yawe). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhiy, n'abandi

### Ikibazo ca 26: Ni ikihe gisabisho gikoreshwa mu gihe co kwurira igitwazi?

Inyishu: Igisabisho gikoreshwa mu gihe co kwurira igitwazi, ni: "BISMI LLAAH, WAL-HAMDU LILLAAH ;"SUBHAANA LLADHII SAKKHARA LANAA HAADHAA WAMAA KUNNAA LAHUU MUQ-RINIINA, WA-INNAA ILAA RABBINAA LAMUNQALIBUUNA". ALHAMDU LILLAAH, ALHAMDU LILLAAH, ALHAMDU LILLAAH. ALLAHU AKBAR, ALLAHU AKBAR, ALLAHU AKBAR. SUB-HAANAKA ALLAAHUMMA INNII DHWALAMTU NAFSII FAGH-FIR LII, FA-INNAHUU LAA YAGH-FIRU DDHUNUUBA ILLAA ANTA" (Kw'izina ry'Imana Allah, n'ishimagizwa ni iry'Imana Allah. "Ubweranda ni ubw'Imana Allah, Yo Yatworohereje gukoresha iki gitwazi, kandi twebwe nta n'ubushobozi twari tugifiseko. Twese mu vy'ukuri (tumaze gupfa) tuzosubira ku Yaturemye Allah". Ishimagizwa ni iry'Imana Allah, ishimagizwa ni iry'Imana Allah,

ishimagizwa ni iry'Imana Allah. Imana Allah ni Yo Nkuru nikuzwe, Imana Allah ni Yo Nkuru nikuzwe, Imana Allah ni Yo Nkuru nikuzwe. Mana yanje Nzima! Ubweranda, ni Ubwawe, mu vy'ukuri jewe nirenganije mu gukora ivyaha, ndagusavye rero Ungumirize akabanga ku vyaha vyanje, maze ubimbabarire. Mu vy'ukuri, ntawubabarira ivyaha atari Wewe). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Abu Dawudi na Muslim.

### Ikibazo ca 27: Ni ikihe gisabisho c'urugendo?

Inyishu: Igisabisho c'urugendo, ni: "ALLAAHU AKBAR, ALLAAHU AKBAR, ALLAAHU AKBAR". "SUBHAANA LLADHII SAKKHARA LANAA HAADHAA WAMAA KUNNAA LAHUU MUQ-RINIINA, WA-INNAA ILAA RABBINAA LAMUNQALIBUUNA. ALLAAHUMMA INNAA NAS-ALUKA FII SAFARINAA HAADHAA L-BIRRA WATTAQ-WAA, WAMINA L'AMALI MAA TAR-DWAA. ALLAAHUMMA HAWWIN ALAYNAA SAFARANAA HAADHAA, WATW-WI ANNAA BU'DAHU. ALLAAHUMMA ANTA SSWAAHIBU FI SSAFARI, WAL-KHALIIFATU FI L-AHLI. ALLAAHUMMA INNII A'UUDHU BIKA MIN WA'THAA-I SSAFARI, WAKA-AABATI L-MANDHWARI, WASUU-I L-MUNQALABI FI-LMAALI WAL-AHLI". (Imana Allah ni Yo Nkuru, nikuzwe. Imana Allah ni Yo Nkuru, nikuzwe. Imana Allah ni Yo Nkuru, nikuzwe". "Ubweranda ni ubw'Imana Allah, Yo Yatworohereje gukoresha iki gitwazi, kandi twebwe nta n'ubushobozi twari tugifiseko. Twese mu vy'ukuri (tumaze gupfa) tuzosubira ku Yaturemye". Ewe Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri, turagusavye ivyiza no kukugamburukira kuri uru rugendo rwacu no gukora ibikorwa vyiza bigushimisha. Ewe Mana yanje Nzima! Tworohereze uru rugendo rwacu, Wongere urudupfunyire. Mana yanje Nzima! Ni Wewe turi kumwe ku rugendo, kandi ni Wewe turagije umuryango. Mana yanje Nzima! Mu vy'ukuri, ndagusavye Unkingire umuruho w'urugendo n'ukuboneka nsa nabi, hamwe n'ingaruka mbi mu matungo no mu muryango wanje).

Iyo naho umuntu atahutse avuye ku rugendo, akoresha ico gisabisho nyene, hanyuma akongerako ati:

"AAYIBUUNA TAA-IBUUNA, AABIDUUNA, LIRABBINAA HAAMIDUUNA" (Turagarutse, twihanye ivyaha, dusenga dushimagiza Imana yacu Rurema). Yashikirijwe na Muslim.

### Ikibazo ca 28: Ni ikihe gisabisho, uwugiye ku rugendo asabira abo asize mu kubasezera?

Inyishu: Uwugiye ku rugendo, asabira abo asize mu kubasezera, avuga ati: "ASTAWDI'UKUMU LLAAHA LLADHII LAA TADWII'U WADAA-I'UHU" (Ndabaragije Imana Allah, Yo Idatakaza ivyo Iragijwe). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Ahmadi na Ibnu Maajah.

### Ikibazo ca 29: Ni ikihe gisabisho, uwusigaye muhira asabira uwugiye ku rugendo?

Inyishu: Uwusigaye muhira, asabira uwugiye ku rugendo avuga ati: "ASTAWDI'U LLAAHA DIINAKA WA-AMAANATAKA WAKHAWAATIIMA AMALIK" (Ndagije Imana Allah idini ryawe, imbitso yawe n'ibikorwa uzosozererako ubuzima bwawe). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Ahmadi na Al-Tirmidhiy.

### Ikibazo ca 30: Ni ikihe gisabisho co kwinjira mw'isoko?

Inyishu: Igisabisho co kwinjira mw'isoko, ni "LAA ILAAHA ILLA LLAAHU WAHDAHU LAA SHARIIKA LAHU, LAHU L-MULKU WALAHU L-HAMDU, YUH-YII WAYUMIITU, WAHUWA HAYYUN LAA YAMUUTU, BIYADIHI L-KHAYRU WAHUWA ALAA KULLI SHAY-IN QADIIR" (Nta mana y'ukuri ibwirijwe gusengwa atari Imana Imwe Rudende Allah Yonyene Itabangikanywa, Nyenubwami, Nyenugushimagizwa, ni na Yo Itanga ubuzima kandi Ikica, ni na Yo Nyenubugingo budashira, ntipfa, ivyiza biri mu minwe yayo, ni na Yo Mushoboravyose). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Ibnu Maajah..

### Ikibazo ca 31: Ni ikihe gisabisho c'igihe c'ishavu?

Inyishu: Igisabisho c'igihe c'ishavu, ni "A'UUDHU BILLAAHI MINA SSHAYTWAANI RRAJIIM" (Ndikinze ku Mana Allah Inkingire

inyoshambi za shetani yavumwe). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yumvikanweko na Al-Bukhaariy na Muslim..

### Ikibazo ca 32: Uwukugiriye ineza, umusabira ngo iki?

Inyishu: Uwukugiriye ineza, uca umusabira umubwira uti: "JAZAAKA LLAAHU KHAYRAN*" (Imana Allah Ikurihe ineza). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Al-Tirmidhiy.

### Ikibazo ca 33: Ni ikihe gisabisho uvuga iyo igitwazi gitsitaye?

Inyishu: Igisabisho c'igihe igitwazi gitsitaye, ni "BISMI LLAAH". Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Abu Dawudi..

### Ikibazo ca 34: Ushikiwe n'ikintu kikunezereye, uca uvuga ngo iki?

Inyishu: Nshikiwe n'ikintu kinezereye, nca mvuga nti: "AL-HAMDU LILLAAHI LLADHII BINI'MATIHI TATIMMU SSWAALIHAAT" (Ugushimagizwa ni ukw'Imana Allah, Yo ivyiza vyose bitungana kubera inema zayo). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Al-Haakim, n'abandi.

### Ikibazo ca 35: Ushikiwe n'ikintu kigushavuje, uca uvuga ngo iki?

Inyishu: Nshikiwe n'ikintu kinshavuje, nca mvuga nti: "AL-HAMDU LILLAAHI ALAA KULLI HAAL" (Ugushimagizwa ni ukw'Imana Allah uko biri kwose). iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho iri mu gitabu Swahiihu l-jaami'u..

### Ikibazo ca 36: Mbega indamutso y'amahoro, itangwa gute, igasubizwa gute?

Inyishu: Uwutanga indamutso y'amahoro, avuga ati: "ASSALAAMU ALAYKUM WARAHMATU LLAAHI WABARAKAATUH". Uwishura na we avuga ati: "WA'ALAYKUMU SSALAAMU WARAHMATU LLAAHI

WABARAKAATUH".Yashikirijwe na Al-Tirmidhiy na Abu Dawudi, n'abandiTirmizî, Ebû Davûd ve diğerler hadis kitaplarında geçmektedir.

### Ikibazo ca 37: Ni ikihe gisabisho c'igihe imvura iguye?

Inyishu: Igisabisho c'igihe imvura iguye, ni: "ALLAAHUMMA SWAYBAN NAAFI'AN" (Mana yanje Nzima! Iyi mvura Yigire ngirakamaro). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Al-Bukhaariy..

### Ikibazo ca 38: Ni ikihe gisabisho c'igihe imvura ihise?

Inyishu: Igisabisho c'igihe imvura ihise, ni: "MUTWIRNAA BIFADW-LI LLAAHI WARAHMATIH" (Twaronse imvura ku mpano n'impuhwe z'Imana Allah). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim.

### Ikibazo ca 39: Ni ikihe gisabisho c'umuyaga w'igihuhusi?

Inyishu: Igisabisho c'umuyaga w'igihuhusi, ni: "ALLAAHUMMA INNII AS-ALUKA KHAYRAHAA WA-AUUDHU BIKA MIN SHARRIHAA" (Mana yanje Nzima! Jewe mu vy'ukuri, ndagusavye ineza y'uwu muyaga, ndanakwikinzeko Unkingire inabi yawo). Iki gisabisho kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Abu Dawudi na Ibnu Maajah.

### Ikibazo ca 40: Ni ikihe gisabisho c'igihe wumvise imituragaro?

Inyishu: Igisabisho c'igihe numvise imituragaro, ni: "SUB-HAANA LLADHII YUSABBIHU RRA'DU BIHAMDIHII WAL-MALAA-IKATU MIN KHIIFATIHI" (Ubweranda, ni Ubw'Imana Allah, Yo Ininahazwa n'imituragaro mu kuyishimagiza, Ikaninahazwa n'abamalayika mu kuyitinya ku cubahiro cayo). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashirijwe na Maaliki mu gitabu Al-Muwattwa-a..

### Ikibazo ca 41: Ni ikihe gisabisho c'igihe ubonye umuntu ari mw'igeragezwa?

Inyishu: Igisabisho c'igihe mbonye umuntu ari mw'igeragezwa, ni: "AL-HAMDU LILLAAHI LLADHII AAFAANII MIN MAA BTALAAKA BIHI,

WAFADDWALANII ALAA KATHIIRIN MIN MAN KHALAQTA TAFDWIILAN" (Ishimagizwa ni iry'Imana Allah, Yo Yampaye kuroranirwa sinashikirwa n'ivyo Yakugeragejeko, Iraheza Impa icubahiro n'iteka gusumba ibiremwa vyinshi Yaremye). Iki gisabisho, kiri mu nyigisho y'intumwa, inyigisho yashikirijwe na Al-Tirmidhiy..

**Ikibazo ca 42: Ni ikihe gisabisho c'uwutinya ko ijisho ryiwe ribi, ryogirira ikintu canke umuntu, ingaruka mbi?**

Inyishu: Igisabisho c'uwutinya ko ijisho ryiwe ribi, ryogirira ikintu canke umuntu, ingaruka mbi, ni uko yovuga ivyakiriwe mu nyigisho y'intumwa, aho Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Nihagira umwe muri mwebwe yibonako, canke abona kuri mwenewabo, canke abona mu matungo yiwe , ibituma yitangaza, bikaba inyanduruko y'ijisho ribi ryobigirira ingaruka mbi, araca asaba imigisha kugira akingire ijisho ribi ico yabonye, kuko mu vy'ukuri ingaruka z'ijisho ribi, ni iz'ukuri zirabaho". Yashikirijwe na Ahmadi na Ibnu Maajah, n'abandi.

**Ikibazo ca 43: Mbega, usabira gute impuhwe Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah)??**

Inyishu: Ugusabira Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), bigenda uku: ""ALLAAHUMMA SWALLI ALAA MUHAMMADIN, WA'ALAA AALI MUHAMMADIN, KAMAA SWALLAYTA ALAA IBRAAHIIMA, WA'ALAA AALI IBRAAHIIMA. INNAKA HAMIIDUN MAJIIDUN. ALLAAHUMMA BAARIK ALAA MUHAMMADIN, WA'ALAA AALI MUHAMMADIN, KAMAA BAARAKTA ALAA IBRAAHIIMA, WA'ALAA AALI IBRAAHIIMA. INNAKA HAMIIDUN MAJIIDUN" (Ewe Mana yanje Nzima! Hundagaza impuhwe zawe ku Ntumwa Muhamadi n'umuryango w'Intumwa Muhamadi, nk'uko Wahundagaje impuhwe zawe ku Ntumwa Ibrahimu n'umuryango w'Intumwa Ibrahimu. Mu vy'ukuri Wewe, ni Nyenugushimagizwa Nyeniteka. Ewe Mana Yanje Nzima! Hezagira Intumwa Muhamadi n'umuryango w'Intumwa Muhamadi, nk'uko Wahezagiye Intumwa Ibrahimu n'umuryango w'Intumwa Ibrahimu. Mu vy'ukuri Wewe, ni

Nyenugushimagizwa Nyeniteka). Yumvikanyweko na Al-Bukhariyyu na Muslim..

*******

## IKIGABANE CEREKEYE UTUNTU N'UTUNDI IKIGABANE CEREKEYE UTUNTU N'UTUNDI Utuntu n'utundi, ni umugwi wa bimwe mu bibazo bihambaye mu bumenyi butandukanye hamwe n'inyishu zavyo.

### Ikibazo ca 1: Amabwirizwa atanu yega uwo wese ageze mu bigero, ni ayahe?

Inyishu: Amabwirizwa atanu yega uwo wese ageze mu bigero, ni aya akurikira:

1. Al-Waajibu.

2. Al-Mustahabbu.

3. Al-Muharramu

4. Al-Makruuhu.

5. Al-Mubaahu.

### Ikibazo ca 2: Sigura ku burebure ayo mabwirizwa atanu.?.

Inyishu:

1. Al-Waajibu (Igitegetswe) : Ni ingingo itegerezwa kwubahirizwa; nk'amasengesho -bwirizwa atanu, Ukwipfunga ukwezi kwa Ramadhani, hamwe rero no kwubaha ukubahiriza agateka k'abavyeyi mu bugwaneza.

Ingingo itegerezwa kwubahirizwa "Al-Waajibu", uwuyubahirije arabihemberwa; uwutayubahirije na we, akabihanirwa.

2. Al-Mustahabbu (Ikibereye): Ni ingingo atari ngombwa ko yubahirizwa; nk'amasengesho y'inyuma n'imbere yo gusenga amasengesho-bwirizwa atanu, amasengesho yo mw'ijoro (mu gicugu) , ugufungurira abantu n'ukuramutsa indamutso y'amahoro. Al-Mustahabbu; iyi ngingo yitwa kandi Al-Sunna canke Al-Man-duubu.

Ingingo atari ngombwa ko yubahirizwa "Al-Mustahabbu", uwuyubahirije arabihemberwa, uwutayubahirije na we, ntaheza ngo abihanirwe.

Ivyitonderwa cane

Igihe umwislamu yumvise ko iyi ngingo ari "Sunna" canke "Mustahabbu", birakenewe ko ahurumbira kuyubahiriza kuko aba yiganye Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah).

3. Al-Muharramu (Ikizira) : Ni ingingo y'igitegerezwa kudakorwa; nk'ukunywa inzoga, uguhonyanga agateka k'abavyeyi, hamwe rero no guca ubuvandimwe.

Ingingo y'ikizira "Al-Muharramu", uwuyishize mu ngiro akareka gukora ibibujijwe, arabihemberwa; uwuyirenzeko na we agakora ibibujijwe, arabihanirwa.

4. Al-Makruuhu (Ikitabereye): Ni ingingo y'ikitari ngombwa kukireka; nk'ugutanga n'ukwakira n'ukubamfu, ukuzinga impuzu uri mw'isengesho.

Ingingo y'ikitabereye , uwuyiretse arabihemberwa; uwuyubahirije na we, ntabihanirwa.

5. Al-Mubaahu (Ikirekuwe): Ni ingingo y'ikintu, umuntu ashobora guhitamwo kugikora canke kukireka; nko kurya icamwa c'amanovu canke kunywa icayi. Al-Mubaahu, yitwa kandi "Al-Jaa-izu" canke "Al-Halaalu"

Ingingo y'ikintu, umuntu ashobora guhitamwo kugikora canke kukireka, uwuretse kuyubahiriza ntabihemberwa; uwuyubahirije na we, ntabihanirwa.

### Ikibazo ca 3: Ni akahe kamaro n'inyungu vy'ukugira ubumenyi bw'idini?

Inyishu: Akamaro n'inyungu vy'ukugira ubumenyi bw'idini: Ni ugutahura ibirekuwe (n'ibizira) mu majambo, mu bikorwa no mu

bijanye n'ukwemera, bigatuma umuntu abaho mu mahirwe kw'isi no mu buzima bw'inyuma yo gupfa. Vyemezwa n'inyigisho y'intumwa , inyigisho yakiriwe na Mu'aawiya mwene Abi Sufiyaani (Imana Allah Imwishimire), aho yavuze ko Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yavuze iti: "Uwo Imana Allah Ishakiye ineza, Imuha ubumenyi bw'idini". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim. "Yufaqqihuhu", bisigura ko Imana Allah Imuha kumenya ingingo zijanye n'amabwirizwa.

**Ikibazo ca 4: Urudandazwa hamwe n'imibereho (ibikorwa vy'ukwibeshaho ), bigengwa n'iyihe ngingo?**

Inyishu: Kamere k'urudandazwa urwo ari rwo rwose hamwe n'imibereho , ni uko birekuwe, kiretse bimwe muri vyo vyabujijwe n'Imana Allah.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَأَحَلَّ ٱللَّهُ ٱلۡبَيۡعَ وَحَرَّمَ ٱلرِّبَوٰاْ﴾ [البقرة: 275]

Burya Imana Allah Yararekuye urudandazwa n'inyungu ivamwo; kuko harimwo guhanahana ibidandazwa ku nyungu zigaruka ku mudandaji n'umuguzi, Iziririza inyungu iva muri "riba"; kuko harimwo agahotoro n'isesagurwa ry'ubutunzi ﴾(Al-Baqara: 275).

**Ikibazo ca 5: Ni ayahe amwe mu moko y'ibizira mu rudandazwa no mu mibereho?.**

Amwe mu moko y'ibizira mu rudandazwa no mu mibereho, ni aya akurikira:

1. Ugusondeka; nko guhisha agasembwa k'ikidandazwa.

Hari inyigisho y'intumwa yakiriwe na Abu Hurayra (Imana Allah Imwishimire), ivuga ko mu vy'ukuri Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yaciye ahari ibinyantete vyanzwe mu mituri, ica ibishiramwo ikiganza, maze yumva ibiri musi birabomvye, ica ivuga iti: "Muntu uriko uradandaza ! Ibi numva

bibomvye musi, ni ibiki?". Nya mudandaza aca yishura ati: "Ewe Ntumwa y'Imana! Vyanyagiwe n'imvura". Intumwa y'Imana ica imubwira iti: "Ntube wabishira hejuru y'ibindi, kugira ngo abagura babibone ko vyanyagiwe! Uwo wese rero asondeka, ntaharurwa mu bemeramana bankurikiye". Yashikirijwe na Muslim.

2. Inyungu izira "ribaa": Ni nko gusaba umuntu ingurane y'igihumbi kugira ngo uzomusubize ibihumbi bibiri.

Ayo mahera arenzeko rero, ni yo nyungu izira "ribaa".

Imana Allah Yavuze Iti :

﴿وَأَحَلَّ ٱللَّهُ ٱلۡبَيۡعَ وَحَرَّمَ ٱلرِّبَوٰاْ ٢٧٥﴾ [البقرة: 275]

: ﴿Banguha! Burya Imana Allah Yararekuye urudandazwa n'inyungu ivamwo; kuko harimwo guhanahana ibidandazwa ku nyungu zigaruka ku mudandaji n'umuguzi, Izíririza inyungu iva muri "riba"; kuko harimwo agahotoro n'isesagurwa ry'ubutunzi﴾. (Al-Baqara: 275).

3. Ukuba ikidandazwa kitazwi neza na neza uko kingana, kuba kizwi uko kimeze n'aho kiri; nko kugurisha amata akiri mu mabere y'impene (utazi uko angana), canke kugurisha ifi ikiri mu mazi, utarashobora kuyiroba.

Hari inyigisho y'intumwa, iyo nyingisho ivuga iti: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) , yarabujije kugurisha ikintu kitazwi neza na neza uko kingana, uko kimeze n'aho kiri". Yashikirijwe na Muslim.

### Ikibazo ca 6: Ni izihe nema z'Imana Allah Yaguhaye?

Inyishu: Inema, Imana Allah Yaguhaye, ni nk'izi zikurikira:

1. Ukuba uri umwislamu, ukaba utari mu bagarariji.

2. Ukuba ugendera imigenzo y'intumwa, utari mu badukana bishasha mw'idini.

3. Ukuba ufise amagara meza ukomeye; ukaba wumva, ubona, ushoboye kwishira n'ukwizana, n'ibindi.

4. Ukuba ufise imfungurwa, ibinyobwa hamwe n'ivyo wambara.

Inema z'Imana Allah rero kuri twebwe ibiremwa, ni nyinshi cane, nta woziharura, nta n'uwozidondagura ngo abishobore.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَإِن تَعُدُّواْ نِعۡمَةَ ٱللَّهِ لَا تُحۡصُوهَآۗ إِنَّ ٱللَّهَ لَغَفُورٞ رَّحِيمٞ ١٨﴾ [النحل: 18]

Mu gihe rero mwodondagura ido n'ido inema z'Imana Allah, ntimwogenda mushoboye kuziharura ngo muheze muronke ingene mwoyishimira kuri nya nema. Ni ukuri Imana Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo﴿. (An-Nahl: 18).

**Ikibazo ca 7: Ni igiki utegerezwa gukora ku vyerekeye inema? Mbega wozishima gute?**

Inyishu: Ico ntegerezwa gukora ku vyerekeye inema, ni ukuzishima nkazikenguruka n'ururimi mu guhayagiza no mu gushimagiza Imana Allah, nkemanga ko ari Yo Nkomoko y'impano zose, ngaheza rero ngakoresha nya nema mu bishimisha Imana Allah, bitari mw'igabitanya. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿فَٱذۡكُرُونِيٓ أَذۡكُرۡكُمۡ وَٱشۡكُرُواْ لِي وَلَا تَكۡفُرُونِ ١٥٢﴾ [البقرة: 152]

(Kubera ivyo vyose rero, nimuninahaze mwongere muntazire, Nzobayaga neza Ndabahe n'indishi ibakwiye, muheze rero kandi munshimire mu mvugo no mu ngiro, kandi ntimukangararize mu kwihakana inema zanje nabahaye﴿. (Al-Baqara: 152).

**Ikibazo ca 8: Ni iyihe misi mikuru ihimbazwa n'abislamu?**

Inyishu: imisi mikuru ihimbazwa n'abislamu, ni ibiri: ilayidi y'ugufungura "iidul- l-fitwri" n'ilayidi y'ukubaga "iidu l-adw-haa".

Ivyemezwa n'inyigisho y'intumwa, inyigisho yakiriwe na Anasi (Imana Allah Imwishimire), aho yavuze ati: "Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), yashitse i Madina isanga bafise imisi ibiri bahimbaza bakigina kuriyo , ica irababaza iti: "Iyi misi ibiri, muyihimbaza kuki?"". Baraheza bayishura bati: "Ni imisi ibiri, twamye duhimbaza tukayigina igihe c'isengwa ry'ibintazi (imbere yuko ubwislamu budushikira)". Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), ica ivuga iti: "Mu vy'ukuri, Imana Allah Yarabahaye iyindi misi ibiri irimwo ivyiza kuyisumba, na yo si iyindi, ni ilayidi yo kubaga (iidu l-adw-haa) n'ilayidi yo gufungura ( iidu l-fitwri)"". Yashikirijwe na Abu Dawudi.

Ihimbazwa rero ry'imisi mikuru ibiri itari iyo mu bwislamu, ni ivyadukano mw'idini...

**Ikibazo ca 9: Ni ukuhe kwezi guhambaye kuruta ayandi mezi?**

Inyishu: Ukwezi guhambaye kuruta ayandi mezi, ni ukwezi kwa Ramadhani

**Ikibazo ca 10: Ni uwuhe musi uhambaye kuruta iyindi misi mu ndwi?**

Inyishu: Umusi uhambaye kuruta iyindi misi mu ndwi, ni umusi w'ijuma

**Ikibazo ca 11: Ni uwuhe musi uhambaye mu mwaka?**

Inyishu: Umusi uhambaye mu mwaka, ni umusi w'ilayidi yo kubaga. Hari n'abavuze ko ari umusi wa Arafa..

**Ikibazo ca 12: Ni irihe joro rihambaye mu mwaka kuruta ayandi majoro?**

Inyishu: Ijoro rihambaye mu mwaka, ni ijoro ry'iteka "laylatu l-qadri"

**Ikibazo ca 13: Ni igiki utegetswe gukora, iyo uhuye n'umugore ata co mupfana?**

Inyishu: Ico utegetswe gukora iyo uhuye n'umugore ata co mupfana, ni ukwunamika amaso. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿قُل لِّلۡمُؤۡمِنِينَ يَغُضُّواْ مِنۡ أَبۡصَٰرِهِمۡ وَيَحۡفَظُواْ فُرُوجَهُمۡۚ ذَٰلِكَ أَزۡكَىٰ لَهُمۡۗ إِنَّ ٱللَّهَ خَبِيرُۢ بِمَا يَصۡنَعُونَ ٣٠﴾ [النور: 30]

Muvugishwamana! Bwira abemeramana bicishe bugufi mu kwunamika amaso yabo mu kutaraba ibizira vyotuma bagwa mu caha c'ubusambanyi﴾. (An-Nuur: 30).

## Ikibazo ca 14: Ni ibiki biranga impuzu yikwije (hijaabu) ku mwislamukazi?

Inyishu: Ibiranga impuzu yikwije (hijaabu) ku mwislamukazi, ni ibi bikurikira:

1. Kuba ipfuka umubiri wose.
2. Kuba idatatswe n'ikintu na kimwe.
3. Kuba itabonerana.
4. Kuba yagutse, idafata ku mubiri (ntishushanye indemo y'umugore).
5. Kuba itariko ibimoga.
6. Kuba idasa ngo isuse n'inyambarwa y'umugabo.
7. Kuba idasa ngo isuse n'inyambarwa z'abagararijikazi n'iz'ibigabakazi birenga ku mabwirizwa y'Imana Allah. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿يَٰٓأَيُّهَا ٱلنَّبِيُّ قُل لِّأَزۡوَٰجِكَ وَبَنَاتِكَ وَنِسَآءِ ٱلۡمُؤۡمِنِينَ يُدۡنِينَ عَلَيۡهِنَّ مِن جَلَٰبِيبِهِنَّۚ ذَٰلِكَ أَدۡنَىٰٓ أَن يُعۡرَفۡنَ فَلَا يُؤۡذَيۡنَۗ وَكَانَ ٱللَّهُ غَفُورٗا رَّحِيمٗا ٥٩﴾ [الأحزاب: 59]

﴿ Muvugishwamana! Bwira abakenyezi bawe, abakobwa bawe hamwe n'abakenyezi b'abemeramana, barenze ku mutwe umwitwikiro upfuka mu maso no mw'izosi gushika ku gikiriza ; ukwo kwitwikira rero, ni ukugira abakenyezi biyubahirize banamenyekane, maze ntibabangamirwe n'ibihumbu. Burya Imana Allah, Yamye ari Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo﴾. (Al-Ahzaab : 59)

Ayetin Anlamı: Ey Peygamber! Hanımlarına, kızlarına ve Müminlerin kadınlarına söyle, yüzlerini, göğüslerini ve başlarını örtmek için başörtülerini ve çarşaflarını giyerek örtünsünler; böylece daha çok gizlenip korunmuş olurlar ve hoş olmayan şeylere veya sıkıntıya maruz kalmazlar. Allah; bağışlayandır, merhamet edendir. Çünkü geçmişte yaptıklarınızı bağışlamış ve size açıkladığı helal ve haramlarla size merhamet etmiştir

## Ikibazo ca 15: Mbega abansi ba kiremwa-muntu, ni bande?

Inyishu: Abansi ba kiremwa-muntu, ni:

1. Umutima nyamutegeka ikibi: Na wo ukaba ari kurya umuntu akurikira agatwarwa n'ivyipfuzo vy'umutima wiwe mu kugabitaniriza Imana Allah. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿۞ وَمَآ أُبَرِّئُ نَفۡسِيٓۚ إِنَّ ٱلنَّفۡسَ لَأَمَّارَةُۢ بِٱلسُّوٓءِ إِلَّا مَا رَحِمَ رَبِّيٓۚ إِنَّ رَبِّي غَفُورٞ رَّحِيمٞ ٥٣﴾

[يوسف: 53]

﴿ ... mu vy'ukuri umushaha w'umuntu, wama umwosha kenshi na kenshi gukora ikibi, ukamuryohereza kugikora, kiretse uwagiriwe impuhwe n'Imana Allah Ikamukingira. Mu vy'ukuri Imana yanje Rurema Allah, ni Nyenikigongwe-ntangere ku bigaya, Nyenimbabazi ku batoni bayo﴾. (Yuusuf: 53).

2. Shetani: Na yo, ni we mwansi agaragara wa kiremwa-muntu, akaba yihaye ihangiro ryo guhubisha mwene Adamu n'ukumuryohereza gukora ibibi, gushika n'aho atuma yinjira mu muriro udahera. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿يَـٰٓأَيُّهَا ٱلنَّاسُ كُلُواْ مِمَّا فِي ٱلۡأَرۡضِ حَلَٰلٗا طَيِّبٗا وَلَا تَتَّبِعُواْ خُطُوَٰتِ ٱلشَّيۡطَٰنِۚ إِنَّهُۥ لَكُمۡ عَدُوّٞ مُّبِينٌ ١٦٨﴾ [البقرة: 168]

﴾ ... kandi ntimugakurikire inzira za shetani mu kuzirura ibizira, mu kuziririza ibiziruye, no mu kwadukana rero bishasha mw'idini. Mu vy'ukuri, shetani ni umwansi wanyu agaragara﴿. (Al-Baqara: 168)

3. Abagenzi babi: Aba, ni abakwosha gukora ibibi bakakuburagiza gukora ivyiza. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿ٱلۡأَخِلَّآءُ يَوۡمَئِذِۭ بَعۡضُهُمۡ لِبَعۡضٍ عَدُوٌّ إِلَّا ٱلۡمُتَّقِينَ ٦٧﴾ [الزخرف: 67]

Abakunzi pfampfe kw'isi, kuri uyo musi w'izuka bazohinduka abansi bigaramane, kiretse gusa abakunzi pfampfe bakundanye ku mvo z'ubugamburukiramana, urukundo rwabo bakundanye kw'isi, ruzobandanya no mu buzima bw'inyuma yo gupfa﴿. (Az-Zukhruf: 67).

## Ikibazo ca 16: Igamburukiramana "At-Taqwaa", ni iki:?

Inyishu: Igamburukiramana: Ni ukwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah mu kuyumvira ku vyo Igutegeka no mu kureka ivyo Ikubuza. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿ٱلشَّهۡرُ ٱلۡحَرَامُ بِٱلشَّهۡرِ ٱلۡحَرَامِ وَٱلۡحُرُمَٰتُ قِصَاصٞۚ فَمَنِ ٱعۡتَدَىٰ عَلَيۡكُمۡ فَٱعۡتَدُواْ عَلَيۡهِ بِمِثۡلِ مَا ٱعۡتَدَىٰ عَلَيۡكُمۡۚ وَٱتَّقُواْ ٱللَّهَ وَٱعۡلَمُوٓاْ أَنَّ ٱللَّهَ مَعَ ٱلۡمُتَّقِينَ ١٩٤﴾ [البقرة: 194]

﴾. Muheze rero mutinye Imana Allah ntimurenze urugezo mu kwivuna, muheze mumenye kandi ko Imana Allah Iri kumwe n'abagamburukiramana﴿. (Al-Baqara: 194).

## Ikibazo ca 17: Ukwigaya "At-Tawba", ni iki?

Inyishu: Ukwigaya "At-Tawba": Ni umuntu kwigarura akava mu vyaha no mu kugabitariniza Imana Allah, maze agasubira kw'iyumviramana. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَإِنِّي لَغَفَّارٞ لِّمَن تَابَ وَءَامَنَ وَعَمِلَ صَٰلِحٗا ثُمَّ ٱهۡتَدَىٰ٨٢﴾ [طه: 82]

﴾ Mu vy'ukuri Jewe Allah, Ndi Nyenimbabazinyinshi ku wigaye ivyaha, agaheza akanyemera agakora n'ivyiza bitegetswe, hanyuma agatumbera inzira igororotse gushika gupfa﴿ . (Twaa Haa: 82)

### Ikibazo ca 18: Ni ibiki bisabwa kugira ngo ukwigaya ku Mana Allah kwemerwe?

Inyishu: Ibisabwa kugira ngo ukwigaya ku Mana Allah kwemerwe, ni ibintu bine:

1. Ukuvavanura n'icaha.

2. Ukwicuza ku vyo wigeze gukora.

3. Ukwiyemeza kutagisubira gukora nya caha.

4. Ugusubiza ivyo wambuye canke warenganijeko benevyo.

Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَٱلَّذِينَ إِذَا فَعَلُواْ فَٰحِشَةً أَوۡ ظَلَمُوٓاْ أَنفُسَهُمۡ ذَكَرُواْ ٱللَّهَ فَٱسۡتَغۡفَرُواْ لِذُنُوبِهِمۡ وَمَن يَغۡفِرُ ٱلذُّنُوبَ إِلَّا ٱللَّهُ وَلَمۡ يُصِرُّواْ عَلَىٰ مَا فَعَلُواْ وَهُمۡ يَعۡلَمُونَ١٣٥﴾ [آل عمران: 135]

﴾ Na barya iyo bagize icaha rutura canke bakirenganya mu gukora ivyaha bitobito, bashoka bibuka isezerano ry'Imana Allah bagaca basaba imbabazi ku vyaha vyabo, bizeye ko ata wubabarira ivyaha atari Yo, ntibanatsimbatara ku vyaha bagize kuko bazi ko baramutse bagarutse ku Mana Allah bakigaya Ibababarira﴿ . (Aali-Imraani: 135 ).

### Ikibazo ca 19: Ni iyihe nzira yo kugira icubahiro no kuronka intsinzi ku bislamu?

Inyishu: Inzira yo kugira icubahiro no kuronka intsinzi ku bislamu, ni ukwubahiriza no kugendera ubwislamu, hamwe rero no kuvavanura n'igabitanya. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿يَـٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُوٓاْ إِن تَنصُرُواْ ٱللَّهَ يَنصُرۡكُمۡ وَيُثَبِّتۡ أَقۡدَامَكُمۡ ٧﴾ [محمد: 7]

﴾ Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwaharanira idini ry'Imana Allah ku rugamba, mukagendera n'ingingo z'Igitabu cayo, Izobatabara maze muneshe abansi banyu, Yongere Ibatsimbataze ku rugamba﴿. (Muhammad: 7)

Imana Allah Irongera Ikavuga Iti:

﴿لَهُۥ مُعَقِّبَٰتٞ مِّنۢ بَيۡنِ يَدَيۡهِ وَمِنۡ خَلۡفِهِۦ يَحۡفَظُونَهُۥ مِنۡ أَمۡرِ ٱللَّهِۗ إِنَّ ٱللَّهَ لَا يُغَيِّرُ مَا بِقَوۡمٍ حَتَّىٰ يُغَيِّرُواْ مَا بِأَنفُسِهِمۡۗ وَإِذَآ أَرَادَ ٱللَّهُ بِقَوۡمٖ سُوٓءٗا فَلَا مَرَدَّ لَهُۥۚ وَمَا لَهُم مِّن دُونِهِۦ مِن وَالٍ ١١﴾ [الرعد: 11]

Mu vy'ukuri Imana Allah, ntiyaka abantu inema Yabahaye atari uko babanje guhinduka bo nyene, bakarenga ku mabwirizwa yayo﴿. (Ar-Ra'd: 11)

## Ikibazo ca 20: Ni akahe kamaro k'igisabisho?

Inyishu: Akamaro k'igisabisho: Ni Igisabisho, ni kimwe mu bintu bihambaye vy'iyumviramana n'ukwitonesha ku Mana Allah. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿وَقَالَ رَبُّكُمُ ٱدۡعُونِيٓ أَسۡتَجِبۡ لَكُمۡۚ إِنَّ ٱلَّذِينَ يَسۡتَكۡبِرُونَ عَنۡ عِبَادَتِي سَيَدۡخُلُونَ جَهَنَّمَ دَاخِرِينَ ٦٠﴾ [غافر: 60]

﴾ Bantu! Imana yanyu Rurema Allah Yavuze Iti: "Nimunsabe mutambangikanya na kimwe mu biremwa, maze Ndabahe ivyo musavye; mu vy'ukuri, abagira amanyama mu kuticisha bugufi ngo banyiyegereze mu vyo bakora banansenge Ndi Imana Imwe Rudende, bazokwinjira mu muriro wa Jahannamu basuzuguritse"﴿. (Ghaafir: 60).

Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah), na we yavuze ati: "Igisabisho nyabuna, ni kwo kwiyegereza Imana Allah mu vyo umuntu akora". Yashikirijwe na Abu Dawudi na Al-Tirmidhiy na Ibnu Maajah.

### Ikibazo ca 21: Ugusabira impuhwe Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), ni igiki?

Inyishu: Ugusabira amahoro n'impuhwe Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), ni ugusaba Imana Allah ko Imuhayagiza gusumba ku biremwa vyose vyatewe iteka n'Imana Allah.

### Ikibazo ca 22: Mbega ijambo "SUB-HAANA LLAAH", risigura iki?

Inyishu: Ijambo "SUB-HAANA LLAAH", risigura ukweza Imana Allah ku kintu ico ari co cose kijanye n'agahaze, gutezwa urubwa canke ububi uko bwoba buri kwose.

### Ikibazo ca 23: Ijambo "AL-HAMDU LILLAAH", risigura iki?

Inyishu: Ijambo "AL-HAMDU LILLAAH", risigura uguhayagiza n'ugutazira Imana Allah mu buryo bukwiye kandi butunganye.

### Ikibazo ca 24: Ijambo "ALLAAHU AKBAR", risigura iki?

Inyishu: Ijambo "ALLAAHU AKBAR", risigura ko Imana Allah ari Yo Nkuru mu buryo burengeye kandi bwubashwe kuruta ikintu ico ari co cose mu biremwa.

### Ikibazo ca 25: Ijambo "LAA HAWLA WALAA QUWWATA ILLAA BILAAH", risigura iki?

Inyishu: Ijambo "LAA HAWLA WALAA QUWWATA ILLAA BILAAH", risigura ko umuntu adashoboye kwishira n'ukwizana muri iki na kiriya, ata n'inguvu afise z'ukubikora ku bwiwe ngo hagire ico yimariye, kiretse ku bw'ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah.

### Ikibazo ca 26: Ijambo "ASTAGH-FIRU LLAAH", risigura iki?

Inyishu: Ijambo "ASTAGH-FIRU LLAAH", risigura ugusaba ko Imana Allah Igumiriza umuntu akabanga ku vyaha vyiwe, maze Ikavyirengagiza ntibimuhanire..

*******

## UGUSOZERA

Mu gusozera rero,

Ibi, ni bimwe mu bibazo n'inyishu zavyo, mu vyo abavyeyi bategerezwa gusigurira kenshi abana babo, kugira bakure bazi neza amajambo, ibikorwa hamwe rero n'ukwemera kwemewe. Burya ukurera abana bagakura batahura ivyo, ni ikintu nkenerwa cane rwose kurusha ukubafungurira n'ukubambika. Imana Allah Yavuze Iti:

﴿يَٰٓأَيُّهَا ٱلَّذِينَ ءَامَنُواْ قُوٓاْ أَنفُسَكُمۡ وَأَهۡلِيكُمۡ نَارٗا وَقُودُهَا ٱلنَّاسُ وَٱلۡحِجَارَةُ عَلَيۡهَا مَلَٰٓئِكَةٌ غِلَاظٞ شِدَادٞ لَّا يَعۡصُونَ ٱللَّهَ مَآ أَمَرَهُمۡ وَيَفۡعَلُونَ مَا يُؤۡمَرُونَ ٦﴾ [التحريم: 6]

﴿ Emwe bemeye Imana Allah n'Intumwa yayo bakubahiriza n'amabwirizwa yayo! Nimwikingire, mwebwe n'imiryango yanyu, umuriro udahera; ivyegenyezo vyawo, ni abantu n'amabuye. Uwo muriro, ucungerewe n'abamalayika b'ibihangange badahesha, ntibigera baca kubiri n'itegeko bahawe n'Imana Allah, kandi bashira mu ngiro ivyo bategetswe﴾. (At-Tahriim: 6).

Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), na yo yavuze iti: "n'umugabo, ni umwungere ku banyamuryango biwe, kandi azobazwa ku co yaragijwe; n'umugore nyene, ni umwungerekazi ku banyamuryango b'umugabo wiwe, kandi azobazwa ku co yaragijwe". Yashikirijwe na Al-Bukhaariy na Muslim.

Harakagira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah, kizigenza wacu Muhamadi, we hamwe n'umuryango wiwe n'ingendanyi ziwe zose..

******

## Ibirimo


**IBINTU ABANA B'ABISLAMU BADAKWIYE KUYOBERWA** 1

Intangamarara............................................................................ 3

IKIGABANE C'IVYIGWA VYEREKEYE UKWEMERA UBUMENYI BUJANYE N'UKWEMERA UKWEMERA KISLAMU: Ni ukwemera ata makenga ubushobozi n'ububasha vy'Imana Allah mu kurema, kubeshaho no kubungabunga ibiremwa, n'uko ari yo Ikwiye gusengwa Itabangikanywa na kimwe mu biremwa, n'uko Ifise amazina n'amatazirano meza ayiranga; ukwemera abamalayika bayo,Ibitabu vyayo, Intumwa zayo,umusi w'iherezo, hamwe n'ivyagezwe: ivyiza n'ibibi. Harimwo n'ukwemera n'ibintu vyose binyegejwe ibiremwa, ukwemera n'inzego z'idini , hamwe no kwemera n'ivyumvikanyweko n'aberanda batuboneye izuba mu kwemera, n'ibindi.......................................................................... 6

Ikigabane c'inyigisho zerekeye umubano mwiza no gutunganya amasengesho UBUMENYI BUJANYE N'UMUBANO MWIZA N'ITUNGANYA RY'AMASENGESHO "AL-FIQ-HU": Ijambo "Fiq-hu", risigura ubumenyi bw'ingingo zijanye n'amabwirizwa y'ibisabwa gushirwa mu ngiro mu bwislamu; nko gutunganya isuku ryo kwihumanura (n'iryo gusenga), gusenga, gutanga ishikanwa-bwirizwa, kwipfunga, gushengerera ingoro ntagatifu iri i Makka , guharanira idini ry'Imana Allah, n'ibindi mu mabwiriza yo gushira mu ngiro.........................................................................35

IKIGABANE C'IVYEREKEYE AMATEKA NA KAHISE VY'INTUMWA (SIIRA) Ubumenyi bujanye n'amateka na kahise vy'intumwa (Siira): SIIRA: Ni ubumenyi bujanye n'ubuzima bw'Intumwa y'Imana Muhamadi (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) kuva umusi avuka gushika umusi apfirako..................................................68

IKIGABANE C'INSOBANURO YA QOR'ANI "TAFSIIR" Ubumenyi bujanye n'insobanuro ya Qor'ani At-Tafsiiru: ni ubumenyi bw'ivyerekeye insiguro hamwe n'insobanuro za Aayah za Qor'ani ntagatifu irimwo uburongozi mu bijanye no kwemera Imana Allah, ukuyiyegereza mu vyo umuntu akora, itunganywa ry'ibikorwa vya misiyose mu kibano, urupfasoni n'imigenzo myiza, ibirekuwe n'ibizira, hamwe rero n'ivyerekeye irarikiramana mu kubwiriza gukora ivyiza, no mu kubuza gukora ibibi, n'ibindi. Icitonderwa: Iki kigabane, cisunga canecane ugufata ku mutwe no gutahura Aayah cigisha ........................................................................ 77

IKIGABANE CEREKEYE INYIGISHO Z'INTUMWA Ubumenyi bw'inyigisho n'imigenzo vy'intumwa. Ijambo "Al-Hadiith", risigura ivyakiriwe ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah) mu majambo, canke mu migirwa, canke ivyakozwe mu maso yayo hanyuma ntiyabibuza. Hari n'igihe iryo jambo risigura ukuntu yari aremye canke ukuntu yigenza mu buzima bwa misiyose.................................... 95

IKIGABANE C'IVYEREKEYE URUPFASONI RW'IKISLAMU Ubumenyi bw'ibijanye n'urupfasoni Urupfasoni rw'ikislamu : Ni ihuriro z'inyifato n'imigirwa vyiza bihimbaye, vyigishwa mu mabwirizwa y'ubwislamu, bikaba bihurikiyemwo, urupfasoni rusabwa mu kwubahiriza amabwirizwa y'Imana Allah hamwe rero n'urupfasoni rusabwa mu kubana n'ibiremwa vyayo. ............................................................................ 105

IKIGABANE CEREKEYE INGESO N'IMIGENZO MYIZA: Ubumenyi bwerekeye ingeso n'imigenzo: Ubumenyi bwerekeye ingeso n'imigenzo: Ni ubumenyi bujanye no kumenya hamwe no gutandukanya ikibi n'iciza; bukerekana neza na neza , ukuntu umuntu akwiye kwigenza mu bijanye no kwubaha no kwubahiriza agateka k'Imana Allah hamwe rero n'agateka k'ibiremwa vyayo............................................................ 140

IKIGABANE CEREKEYE IBISABISHO, ITAZIRA N'ININAHAZAMANA Ubumenyi bw'itazira n'ininahazamana Indangurakintu y'ijambo: itazira n'ininahazamana Itazira n'ininahazamana: Ni ugukoresha ururimi mu kuvuga amajambo y'itazira n'ininahazamana. Aha twovuga nk'aya majambo akurikira: "al-tahliil" (ukwemanga ko ata mana ibwirijwe gusengwa atari Allah, uti: "LAA ILAAHA ILLA LLAAH"), "al-takbiir" (ugukuza Imana Allah uti: "ALLAAHU AKBAR"), "AL-TASBIIH" (ukuninahaza Imana Allah uti: "SUB-HAANA LLAAH"), "AL-TAHMIID" (ugushimagiza Imana Allah uti: "AL-HAMDU LILLAH"), "AL-ISTIGHFAAR" (ugusaba imbabazi Imana Allah uti: "ASTA-GHFIRU LLAAH"), "AL-THANAA-I" (ugutazira Imana Allah mu kuyihayagiza), Itazira n'ininahazamana ry'igitondo n'umugoroba, ry'inyuma y'amasengesho, igihe co kuryama, iry'igihe co kuvyuka, n'ibindi bisabisho rero vyakiriwe ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe vy'Imana Allah), bikoreshwa mu bihe n'ahantu hatandukanye. Itazira n'ininahazamana ryiza gusumba ibindi, ni rirya rivugirwa ku mushaha hamwe no ku rurimi...... 159

IKIGABANE CEREKEYE UTUNTU N'UTUNDI IKIGABANE CEREKEYE UTUNTU N'UTUNDI Utuntu n'utundi, ni umugwi wa bimwe mu bibazo bihambaye mu bumenyi butandukanye hamwe n'inyishu zavyo........................................................................................ 175

UGUSOZERA........................................................................ 188

Ibirimo.................................................................................. 189